**Université du Burundi**

**Dépôt institutionnel officiel** **https://repository.ub.edu.bi**

Grenier du Savoir du Burundi Mémoires et Thèses

2018

# Imico n'akaranga k'umuryango w'abapfumpfu bo mu ntara y'ibwami hamwe n'akahise kabo : Itohoza ryagizwe muri comune Mugongo-Manga mu ntara ya Bujumbura

Nizigiyimana, Concilie

UB, FLSH

https://repository.ub.edu.bi/handle/123456789/1499

*Téléchargé depuis le dépôt institutionnel officiel de l'Université du Burundi*

**UNIVERSITE DU BURUNDI**

**FACULTE DES LETTRES ET SCIENCES HUMAINES**

**DEPARTEMENT DE LANGUES ET LITTERATURES AFRICAINES**

# IMICÓ N'ÁKARĀNGA K'ÚMURYĀNGO W'ÁBAPFŪMPFU BÓ MŪ NTÂRÁ Y'ÍBWĂMI HAMWÉ N'ÁKĂHISE KÂBO :

## itōhōza ryăgizwe murí komĭne Mugōngo-Mānga mū ntârá ya Bujūmbura

**Par**

**Concilie NIZIGIYIMANA**

**Sous la Direction de :**
**Denis BUKURU (PhD)**

Mémoire présenté et défendu en vue de l'obtention du grade de
**Licencié en Langues et Littératures Africaines**

**Bujumbura, avril 2018**

## ABÓ IKI GIKORWÁ GITŪWÉ

Abavyêyi bānje NIVYABANDI Côme na NSABIMANA Cécile Imâna yahámagaye bátabōnyé ivyǎmwa vyâcu.

Umugabo wānje NDIKUMANA Nestor,

Abavûkanyi twǒnse rimwé:

* NTAWIREMERA Donatien,
* NZEYIMANA Jacqueline,
* NTETURUYE Telesphore,

Umuryāngo wa NIKOYAGIZE Athanase,

Incutí n'ábagēnzi,

Na mwêbwé mwëse murāzwá ishîngá n'úgusúbiza agatêká, imicó n'ákarānga k'Úburǔndi.

Ndabátūye iki gikorwá.

## UGUKĒNGURUKA

Kugíra iki gikorwá kirāngûke hăbāye ukwîtānga n'úbukérebutsi ntāngeré bw'ábāntu bĕnshi bădufashije.

Turashīmiye cānecâne abavyêyi bătur̄ungitse kw'īshŭre bakîtānga ukó bashobóye kugíra ngo dushobóre kwĭga nó gushika kurí iyi ntâmbwé.

Turōngeye gushīmira Abĭgīsha bó murí Kaminûza y'Úburŭndi, mu gisáta c'îndími n'ámayăgwa y'Ábanyāfirika bó bĭtānze bátīzíganya kugíra ubumenyi bwâcu butēré búja imbere.

Turakēngurukiye bimwé bivūyé ku mutíma Umwĭgīsha akōngera akaba n'Úmuyobōzi w'îki cĭgwa Denis BUKURU, turamushīmiye kū mpanūro zîwé n'úmutíma wó gutōhōza yatúbivyemwó, bikaba bíbāye n'úmushîngé w'îki gikorwá, ku kwĭhāngāna kwîwé n'úkubá imbonéza mu butōhōji bw'ímicó n'ákarānga mu Burŭndi. Ntitwōkwībagira abăduhāye inkurú mu gihe c'ítōhāza; abăduhāye indâro n'ábădufashije mu buryó ubu cânké búrĭya.

Hari abăndi tutōreka gushīmira abo na bó ní incutí n'ábagēnzi bătubāye hăfi bakaduhanūra bakanáturémēsha mu gihe cöse igikorwá cămaze.

Bamwé böse mu ruhára rwâbo turabashīmiye bimwé bivūyé ku mutíma.

**UGUSHIKIRIZA**

Murí iki gitabu twătōhoje umuryāngo w'ábapfūmpfu bó mu ntârá ya Bujūmbura murí komǐne ya MUGŌNGO-MĀNGA. Tubashikiriza imicó, imigēnzo n'ákarānga vy'ŭwo muryāngo hamwé n'ákăhise kâwo.

Turagerageza kwêrekana ingéne uwo muryāngo watânguye kugerēra murí iyo mihîngo twāvuzé, ingéne băgiye barîmuka, abó băhasānze n'îngéne bănywānye.

Twībaza yûkó iki gikorwá arí nkenérwa ku barŭndi böse na cānecâne urwāruka.

Ibibázo bijānyé n'ímiryāngo mu Burŭndi, Abarŭndi běnshi bībaza, abăndi na bó bakabitegēra ukó bitarí ni vyǐnshi câne. Ibikurúbíkuru ni nk'ǐbi:

Mbĕga umuryāngo ni ikí?

Umuryāngo w'Ábapfūmpfu wajé uvá hêhé?

Kĕra warí ugérēreye hêhé?

Wacîye wîmukira hêhé na hé?

Imvo zătuma bîmuka ni izîhé?

Uwo muryāngo wōba wâmūka ku wŭndi cânké hari iyǐndi yōbá iwâmūkakó ?

Ubu uwo muryāngo wīfashe gúte?

Amabānga n'ámabāngo Abapfūmpfu bări bájējwe kū ntwâro z'ábāmi ni ayâhé?

Abarŭndi bĕnshi ntibarōnkéra inyishú ibibázo bĕne ivyo, bígeze kuba kíri bató bikaba akanánirabáhǐnga.

Twîtegereje nêzá abakíri bató bĕnshi ntibāzí imiryāngo yâbo cânké akarānga kā ba sêkúru bâbo. Bitāyekó ubona yûkó abakurambere batakigwīriye arí bó bāri ibigega vy'ínkurú z'îmvâhó.

Vyôngeye n'ábagífise bā sêkúru bōbibábwīye si bĕnshi babimenyá bívūye kū mvo zitāndúkānye. Kuva ahó habēréye irwīrirana ry'ámashŭre, bĕnshi bagakurira kure y'ábavyêyi bâbo n'ímiryāngo; máze ryâ shŭre ryó ku zîko rikaba rirabácītse. Ubuzima bwó mu muryāngo ku mwâna uhêreye akívūka gushika ageré mu bigero turâzi kó bufisé akamaro ntasubírizwa mū ndero n'înyígīsho kurînda asāzé; niryó shīngiro ry'ákămi kā mūntu.

Ni hó umwâna akurána ubumenyi nyābwó, urukûndo rw'úmuryāngo n'ígihúgu. Aho hāmbere uwó bwīríye yarásaba indâro ahó kumúbaza karāngamūntu bămubaza umuryāngo wîwé uwó arí wé bati: «wewé uturăriye urīnde? Mwĕne ndé? Wandé? Wómu bakí? » Ivyo bakabibaza kugíra ngo bamenyé imicó y'úmuryāngo wîwé, hānyuma bamenyé ukó bamufatá kukó băba bámenye icó bakūnda n'îcó bānká.

Mw'ījāmbo ryó gusaba umugeni sêrugó aríwe yasábwa umugeni yavúga ati: «Aha mwājé múgana ní kwā nâká mwĕne nâká wó mu bănâká b'áhănāká. Nōné mwehó muri bāndé? »

Ivyo băbigira kugíra bămenyé abó basabíranira, akarānga kâbo, imicó yâbo, icó bakūndá n'îcó bānká. Bámaze kumenyana, ikiyāgo kikarema, bagahéza bagasabiranira.

Murí iki gihe cā nôné, bívānye n'íbihe igihúgu căcīyemwó, kubáza nó kuvúga umuryāngo urétse n'âmâmūko bifatwa ukó bitāri gufátwa. Izo ni zó mvo nyamúkuru zătumye twîyemeza gukóra ikí gikorwá mu muryāngo w'Ábapfūmpfu.Twīzêre yûkó iki gikorwá kitazōbá icānyuma ahŭbwo cōbatumá bágira agatíma ndōndezi n'îvyó tutăshoboye gushikakó bakabishikakó hānyuma barōndére kumenya kăndi bamenyêshe abăndi imicó n'ákarānga k'Ábarŭndi n'Úburŭndi.

Vyôngeye iki gikorwá kizōkwērekana yûkó gukóra itōhōza ku miryāngo arí nkenérwa; kurí bĕne umuryāngo n'Ábarŭndi nâhó atarí bĕnshi bavyĭyumvīra uko.

# INSÍGŪRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ÎSHÍMIKIRO YAKÓRĒSHEJWE MURÍ IKI GIKORWÁ

## 1. Insígūro y'ámajāmbo y'îfátiro

- **Umuziro**: Ikīntu kibujíjwe n'ímigēnzo kikagira ingáruka mbí iyó umūntu abirĕnzekó, izo ngáruká mbí ziba bukwí na búkwi.

**Akarorero**: Kirazira kó Abapfūmpfu batūngá inká y'ígitáre.

- **Umucǐkire**: umūntu yīmútse ahāntu ahûnga abatwăre kukó bamubăngamiye akaja kugerēra ahăndi homumeréra nêzá. Abó ahasănze bamwīta umucǐkire kukó abá yácītse ku mutwăre akagerēra ku wŭndi.

**Akarorero**: Ntahonzigámiye yacîkiye ku abatwăre Rugănda ahūngira i Kiyēnzi ku Mutŭmba Gishûbi murí Murāmvya ku wŭndi mutwăre yǐtwa Simbabáwe.

- **Icîvugo**: Amazína umūntu yītâzira cânké umuryāngo cânké umurwí w'ábāntu bīvúga máze bakayákorēsha mu kwîhaya nó mu kwîshōngora, ababûmvīse bati abó ni bā nâka bó mu bā nâká.
- **Igití ndôndamvyâro**: Igishushānyo cērékana ukugéne abāntu bó mu muryāngo băgīye baravyârana.
- **Igisáta**: Ishámi rimwé k'úmuryāngo kānâka rikagira izina máze nacó kikīga umugwi wâco.
- **Umuryāngo**:
  1. Ni umurwi w'ábāntu wīyítīrira kó wāmûka ku mūntu umwé, sēkúru wîwé ashobora kubá arihó cânké atákirihó. Umuryāngo ushobora kubá abāntu babá mū nzu imwé, mu rugó rumwé, cânké abāntu bafisé ikīntu kibahŭza.
  2. Abǐyitīrira sēkúru wa kêra būmvá batăbōnye abăndi batacībuka bakavuga ngo abanâká
- **Inzu**: Ni inyubákwa kúrya tuyǐzi. Ni umurwi kăndi w'ábāntu bayíbamwó cânké bayibăyemwó. Ni inyubakwá kúrya tuyǐzi, umurwi w'ábāntu ushobóra kubámwo.
- **Igitáre**: Ni ibára ryērá.
- **Umufyīri**: Ni ibára ryīrábura.

- **Ibānga**:

1. Ni ikinyegézwa;
2. Ikīntu kīzwí n'ábāntu baké;
3. Icó umūntu ategérezwa gukóra;
4. Umurimo, ibikorwá umūntu ashīnzwé;
5. Urwêgo rw'ígihúgu; kameré y'úmūntu cânké y'íkīntu

- **Ibāngo**: igikorwá umūntu ajējwé gukóra hăba mu muryāngo cănké mū ntwâro.
- **Kugerēra**: kuja kubá ahāntu kānāka cănké kwa nâká wimutse ahăndi.
- **Icĭbare**: Intârá yagábwa n'úmwămi igatwārwa n'îcârihó c'úmwămi máze agatwārira umwămi. Umwămi yashóbora kuhákozá icó ashāka cöse.

Icĭtiranwa c' **ícĭbare** ni **Icări**

- **Ibigabiro**:

1. Ibití vy'ímihīza (ibití vy'ímivumú bătera kū ngó za bāsêkuru bā kêra bishikánye imyâka cúmi n'ĭtānu) vyēgúkira imiryāngo kānāka bikaba ivyībutso vyâbo bakabikoreramwó imigirwá;
2. Bikaba n'íbigabiro vy'úmwămi vyerekana ahahoze ikirĭmba c'úmwămi nk'ákarorero Bukêye, Mbuye na Murāmya.

- **Umugēnzo**: ingīngo ngēndérwakó ku mūntu cănké ku karwi k'ábāntu.
- **Umucó**:

1. Ni igihushâne c'ûmwîjima ugatāngwa n'íkīntu kimuríka, nk'îzûba, ukwêzi n'úmuriro;
2. Inyîfato y'úmūntu cânké abāntu kānāká.

- **Akarānga**: ibirânga abāntu bā nâká, bó mu muryāngo munâká cănké b'áhāntu hanâká. Akarānga kabonekera mu rurími, mū nkino, mu bikórēsho, mu ntwâro, murí rusăngi kabonekera mū mvúgo no mū ngiro vy'ábāntu.
- **Amazína y'úbuhizi**: Ivyîvugo vy'úmūntu cănké umurwi w'ábāntu bikabarānga. Amazína arāta ubutŏre, ubutwâri n'úbukérebutsi vy'úmūntu cânké umurwi w'ábāntu.
- **Igishitsí**:

1. Igisígara ahó bātemyé igití;
2. Itânguriro cânké amâmūko y'íkīntu cânké y'úmūntu.

- **Amamīja**: amaráso mabí bărasa inká kw'īzosi.
- **Inká y'úmugeyo**: inká y'îbára ryīrábura nk'úmuzíge.
- **kuzōzána**: kuramukanya

- **Kubêrana**: gukúbitwa n'ínkubá
- **Kuvyûkiriza**: gushūmbūsha, kugarukira ku mūntu.
- **Ishāhuri**: ibikorwá vyǎkorwa ku mǔsi wā mbere w'índwi i butwǎre cânké i bugánwa, ivyo bikorwá vyǎba arí vyó gusênya cânké kuvōma. Uwatéba gushika yakúbitwá ibimǒko, uwasîba yaráhanwa cāne.
- **Gusárika**: gukómereka, bǎbivuga kū nká ngo bâtêtse amata yâyo, amabêre yacá asárika ni ukuvúga kó yacá akómereka.
- **Gushírana**: kurābana mū mǎnza, bagashígikirána, bǎvyīta gushírana, ngo uwabísībamwó yabá amênje.

# IBIRÍMWO

**ABÓ IKI GIKORWÁ GITŪWÉ............................................................................................i**

**UGUKĒNGURUKA..........................................................................................................ii**

**UGUSHIKIRIZA..........................................................................................................iii**

**INSÍGŪRO Y'ÁMAJĀMBO Y'ÎSHÍMIKIRO YAKÓRĒSHEJWE MURÍ IKI GIKORWÁ ..........................................................................................................v**

1. Insígūro y'ámajāmbo y'îfátiro ..........................................................................................v

IBIRÍMWO..........................................................................................................viii

INTÂNGAMÁRĀRÁ..........................................................................................................1

1. Amâmūko y'ǐki gikorwá..........................................................................................1

2. Insígūro nkîkūro y'íc̆igwa..........................................................................................1

3. Ibibázo nyamúkurú vyǐzwe murí iki gikorwá..........................................................................................1

4. Ihāngiro ry'ígikorwá..........................................................................................2

5. Ibibázo mfátiro birōngôye iki gikorwá..........................................................................................2

6. Akamaro k'ǐki cǐgwa..........................................................................................3

7. Igihe icǐgwa cǎrāngūwemwó n'ímihîngo y'ítōhōza..........................................................................................3

7.1. Igihe..........................................................................................3

7.2. Imihîngo yabêreyemwó itōhōza..........................................................................................4

8. Imvo zǎtumye itōhōza ribēra murí iyo mihîngo..........................................................................................4

9. Guhwêbūtsa insígūro y'íjāmbo umuryāngo..........................................................................................5

10. Akamaro kó kumenya umuryāngo umūntu yāmūkamwó n'ákarānga kâwo..........................................................................................6

11. Ubuhǐnga bwǎkorēshejwe mu gutôrorokanya inkurú..........................................................................................8

12. Abǎtānze inkurú zijānye n'íbibázo vy'ítōhōza..........................................................................................8

13. Guhítamwó abǎtānze inkurú..........................................................................................12

IKIGABÁNE CĀ MBERE:AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA N'ÍMIRYĀNGO YAHÁGERĒREYE ........ 13
1.1. Intârá y'í Bwămi ........ 13
1.2. Intârá y'Úmugămba ........ 13
1.3. Igihúgu cā NYÉNAMÁ ........ 14
1.4. Intârá ya Bujūmbura ........ 15
1.5. Kómǐne Mugōngo-Mānga ........ 15
1.6. Imisózi yabêreyekó itōhōza ........ 16
1.7. Imiryāngo yagérērēye kurí iyo Misózi ........ 16
1.7.1. Būtâgâzwa ........ 16
1.7.1.1. Agacīmbiri Nyaruyira ........ 16
1.7.1.2. Agacīmbiri Mwūmba ........ 16
1.7.1.3. Agacīmbiri Kāngabo ........ 17
1.7.1.4. Agacīmbiri Gasurú ........ 17
1.7.2. Murūnga ........ 17
1.7.2.1. Agacīmbiri Murūnga ........ 17
1.7.2.2. Agacīmbiri Nyagitwēnzi ........ 18
1.7.3. Mugōngo ........ 18
1.7.3.1. Agacīmbiri Mugōngo ........ 18
1.7.3.2. Buhororó (agacīmbiri) ........ 18
1.7.3.3. Nyabigati (agacīmbiri) ........ 18
1.7.4. Nyamúgarí ........ 18
1.7.4.1. Agacīmbiri Nyamúgarí ........ 18
1.7.4.2. Agacīmbiri Gihasha ........ 19
1.7.4.3. Agacīmbiri Kigōzi ........ 19
1.7.4.4. Agacīmbiri Kāshirú ........ 19
1.7.4.5. Agacīmbiri Kabuye ........ 19

1.7.5. Kayōyo ........ 19

1.7.5.1. Agacīmbiri Kayōyo ........ 19

1.7.5.2. Agacīmbiri Gisěnyi ........ 19

1.7.5.3. Agacīmbiri Nyabihuna ........ 19

1.7.6. Mwūrá ........ 19

1.7.6.1. Agacīmbiri Shēngero ........ 20

1.7.6.2. Agacīmbiri Tyâzo ........ 20

1.7.7. Gisarwe ........ 20

1.7.7.1. Agacīmbiri Nyagatwengera ........ 20

1.7.7.2. Agacīmbiri Gisarwe ........ 20

Igicápu cērékana ukó imiryāngo yagérēreye ........ 21

1.8. Amazína y'ímihîngo n'íbibănza vyūbăhwa ........ 22

1.8.1. Buhóro ........ 22

1.8.2. Murūnga ........ 23

1.8.3. Mubíra na Mugōngo ........ 24

**IKIGABÁNE CÁ KÁBIRI : AMÂMŪKO Y'ÁBAPFŪMPFU BÓ MURÍ KOMǏNE MUGŌNGO-MĀNGA N'ÁKĂHISE KÂBO ........ 25**

2.1. Intângamárāra ........ 25

2.2. Amâmūko y'Ábapfūmpfu băgerēreye murí komǐne Mugōngo-Mānga ........ 25

2.3. Akăhise k'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu ........ 26

2.3.1. Amâmūko y'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu ........ 26

2.3.2. Izína n'însígūro yâryo ........ 26

2.3.3. Icîvugo c'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu ........ 27

2.3.4. Inkómōko y'Ábapfūmpfu batūye murí komǐne Mugōngo-Mānga ........ 28

2.3.5. Inkómōko y'ímiryāngo y'ábătānze inkurú zijănye n'íbibázo vy'ítōhōza ........ 30

2.3.6. Ibivúgwa ku yǐndi mihîngo Abapfūmpfu bagerêreyemwó n'íkibárānga ........ 32

2.3.7. Ibisatá vy'úmuryāngo y'Ábapfūmpfu ........ 34

2.3.8. Ingéne Abapfũmpfu băgeze mu mihîngo ya Mugōngo-Mānga n'ígihe bǎhagera .......... 35

2.3.9. Ishushānyo ry'îngéne Abapfũmpfu bǎgīye barîmuka n'ínzira bǎfashe .......... 36

2.3.10. Igwīrirana ry'Ábapfũmpfu n'îngene bǎgīye barîyunga .......... 36

2.3.11. Ibishitsí n'ámashámi vyā bā sêkúru .......... 37

**IKIGABÁNE CĀ GÁTATU : IMICÓ N'ÍMIGĒNZO VY'ÚMURYĀNGO W'ÁBAPFŪMPFU .......... 40**

3.1. Abó bǎsabana n'âbó batǎsabana abageni n'íngéne ubu bimezé .......... 40

3.2. Abó bǎgerēreye n'ábǎbagerēreye .......... 41

3.3. Imicó ndāngamuryāngo bīhárije n'îngéne abǎndi Barŭndi babiboná .......... 42

3.4. Ivyó bazirá n'îco bakūnda n'îngéne ubu bimezé .......... 43

3.4.1. Umuzíro ní ikí? .......... 43

3.4.2. Ivyó bazirá vyērékeye abāntu n'úkūntu bimezé ubu .......... 44

3.4.3. Ivyó bazirá vyērékeye ibitŭngwa n'ínyamâswa .......... 45

3.4.4. Ivyó bazirá vyērékeye ibití cīmezá n'íbitěrwa .......... 45

3.4.5. Ahāntu bazirá n'íngéne bimezé ubu .......... 46

**IKIGABÁNE CÁ KANÉ : URUHARÁ RW'ÁBAPFŪMPFU MU KUBAKA IGIHUGÚ C'ÚBURŬNDI .......... 47**

4.1. Amabānga n'ámabāngo mu gutwâra igihúgu .......... 47

4.1.1. Ibānga ní ikí? .......... 47

4.1.2. Ibāngo ní ikí ? .......... 47

4.1.3. Amabānga yēgúkira Abapfũmpfu .......... 48

4.1.4. Amabāngo yēgúkira Abapfũmpfu .......... 48

4.2. Abapfũmpfu rurāngíranwa n'îcó babĭbukirakó .......... 49

4.3. Imicó ndānga muryāngo bīhárije n'îngéne abǎndi barŭndi babiboná .......... 50

4.4. Ivyó bazirá n'îco bakūnda n'îngéne ubu bimezé .......... 51

4.4.1. Umuzíro ní ikí? .......... 51

4.4.2. Ivyó bazirá vyērékeye abāntu n'úkūntu bimezé ubu .......... 51

4.4.3. Ivyó bazirá vyērékeye ibitŭngwa n'ínyamâswa .......... 52

4.4.4. Ivyó bazirá vyērékeye ibití cīmezá n'íbitĕrwa ... 53

4.4.5. Ahāntu bazirá n'íngéne bimezé ubu ... 54

**UGUSÔZĒRA ... 55**

**INCAMÂKE ... 58**

**IBITABU VYAKORESHEJWE ... 59**

**INYÓNGERÁ ... 61**

# INTÂNGAMÁRĀRÁ

## 1. Amâmūko y'ĭki gikorwá

Kubêra igihe atarí gitó twămaze mu mashŭre yīsûmbuye na káminûza, murí ico gihe cöse twăgize amahîgwé yó kubóna ivyĭgwa vyērékeye abāntu mu kubáho n'ímibâno yâbo. Twărahŭngukiye ubumenyi bushobóra kudúfasha kurōndera ibijânye n'úbuzima hamwé n'înyîfato irāngá imiryāngo n'íbisatá vyâyo mu Burŭndi. Kuva aho, umurŭndi agashobora kumenya iyó avá, imicó n'ákarānga vyărānze bā sêkúru bîwé, gutyó arí vyīzá akabigēndera. Umuryāngo w'Ábapfūmpfu babá mū ntâra ya Bujūmbura murí komĭne ya Mugōngo-Mānga, niwó iki gikorwá cērékeye. Uyu muryāngo ugéreranije n'íyĭndi bavugá izwí, na wó turawusānga mu vyănditswe mugábo ntā vyĭnshi băshoboye kuwúvugakó.

## 2. Insígūro nkîkūro y'ícĭgwa

Iki cĭgwa cītwa "Imicó n'ákāranga hamwé n'ákăhise k'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu bó mu ntârá y'úmugămba wó hagatí. Muri iki cîgwa, tugerageza gucá hĭrya nó hĭno ivyĕrekeye kăhise k'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu. Aha dushāka kuvúga amâmūko y'Ábapfūmpfu, ingené băgīye barîyunga, ingéne băgīye baravyârana. Kuva kurí Sēkúruza w'Ábapfūmpfu gushika ku bâna baríko baravûka ubu.

Turagerageza kăndi gutōhōza ivyĕrekeye imicó n'ákarānga kuva kĕra gushika ubu yába imiziro yērékeye abāntu cânké ibitŭngwa cânké mberé n'áhāntu bazirá.

Turagerageza kăndi kudôndōra imigĕnderanire y'Ábapfūmpfu n'íyĭndi miryāngo, abó băsabána abageni, abó batăsabana abageni, abó băgerēreye n'âbó batăgerēreye.

Mu guhéraheza tugerageza kurōndera ivyĕrekeye uruhára rw'Ábapfūmpfu mu kwûbaka Uburŭndi. Aha tuvuga amabānga n'ámabāngo yēgúkira Abapfūmpfu. Tugasaba Abarŭndi n'Ábarŭndikazi kó bōbūngábūnga imicó n'ákarānga vy'Ábarŭndi.

## 3. Ibibázo nyamúkurú vyĭzwe murí iki gikorwá

Ibibázo nyamúkurú iki gikorwá gihagázekó ni vyó vy'îbi bikurííkira:

- ✓ Mbĕga umuryāngo w'Ábapfūmpfu babá mu karêré kā Mugōngo-Mānga bakomōka hêhé?
- ✓ Băhagerēreye gúte?
- ✓ Mbĕga babānye gúte n'íyĭndi miryāngo băhasānze?

- ✓ Imicó n'ímigēnzo yâwo ni iyîhé?
- ✓ Ibíti ndôndamvyâro vy'Ábapfumpfu babá mw'íkomĭne ya Mugōngo-Mānga ni ibîhé?
- ✓ Uruhára rwâbo mu kwûbaka igihúgu murí kăhise ni urûhé?
- ✓ Umuryāngo w'Ábapfūmpfu wagîye uragwīrirana mu karêré ka Mugōngo-Mānga gúte?

Ibibázo bikurú bíkuru vyăduhānze murí iki gikorwá ni ivyo.

## 4. Ihāngiro ry'ígikorwá

Intūmbēro twĭhāye ni úkumenya n'úkumēnyēsha abăndi túbicīshije mu vyandiko, inkómōko y'Ábapfūmpfu babá i Mugōngo-Mānga, igihe băhashika, imitŭmba bătanguye kugerērako, uwatânguye kugerēra i Mugōngo-Mānga, imibâno, abó băhasānze n'îngéne ubu bimezé.

Vyôngeye tukamenya imicó n'ákarānga k'ŭwo muryāngo.

Mu guhéza twătōhōje ahăndi Abapfūmpfu băgīye barajá kugerēra kubêra imvo iyi cânké iyĭndi n'îngéne băgīye barîyunga n'ábăndi banyamiryāngo. Mū mpéra y'ígitabu tuhasānga ibití ndôndamvyâro vyâbo.

Twīfūza kó iki gikorwá kitōba icā nyuma ku muryāngo w'Ábapfūmpfu aríko kikaba ic'întângo, vyōtêra integé abasomyi n'ábānditsi mu kumenya imicó n'ákarānga vyărānze bāsôkúru.

## 5. Ibibázo mfátiro birōngôye iki gikorwá

Mu vyānditswe n'ábădutānguriye gutōhōza hamwé n'îvyó twŭmvīse ku bakurambere ku bijânye n'ímiryāngo; umuryāngo w'Ábapfūmpfu hamwé n'ábăndi Barŭndi baravúga yûkó wămye uzwí mu yĭndi miryāngo yămye mu Burŭndi. Rēró uwo muryāngo wămyehó aríko ntíbawúvugako vyĭnshi.

- Nôné uwo muryāngo wămūtse hêhé?
- Wōba wákomōtse ku wŭndi cânké harí umuryāngo uwukomôkakó?
- Mu mihîngo ya Mugōngo-Mānga wahágerēreye gúte?
- Mu gihe ikîhé?
- Amabānga y'Ábapfūmpfu bări bájējwe mū ntwâro y'ábămi ní ayâhé?
- Abăndi Barŭndi babāzikó ikí?
- Uwo muryāngo wīharije ikí mu karānga kâwo?
- Abapfūmpfu bīpfûza ikí ku karānga n'ímicó y'ígihúgu c'Úburŭndi?

Ibibázo nyamúkurú igikorwá gishimíkiyekó mu gutōhōza ingēndo n'akámeré k'úwo muryāgo ni vyó tugerágeje gucá ku mayânge. Ivyo bigafasha kumenya icó aríco mū nkīkūro níni y'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu.

## 6. Akamaro k'ǐki cǐgwa

Abǎnditse ku matêká y'Úburǔndi batarí baké; SADIKI Elie, NDAYIZEYE Therence, MANIRAMBONA Dyna bǎrǎnditse ku miryāngo y'Ábarǔndi gútyo turahamenyera ibitári biké vyó murí kǎhise k'Úburǔndi. Ivyǐhwējwe usānga umuryāngo wöse báwuca ku mayǎnge cānké bakagira urutōnde rw'ímiryāngo gusa ibá mu Burǔndi.

Abo bānditsi bǎragize nêzá kukó bǎraduhâye isemo rikoméye; ku musomyi yōhēráko irǐndi tōhōza.

Iki gikorwá rēró gifise intūmbēro yó kurōndera uburyó bwōtumá umusomyi yîtwārarika ivyěrekeye imicó n'ákarānga vy'ímiryāngo mu Burǔndi. Murí ikí gihe, tubona kó imicó n'ákarānga vy'Ábarǔndi biríko biratītūka, imibâno nayó y'ábāntu ikagēnda ibá mibí ni ngōmbwá kó uwáriwe wěse agirá icó atērêreye mu vyěrekeye imiryāngo mu Burǔndi, bíshobotse ahinyúze ivyó aboná kó bitamezé nêzá mu vyó abānditsi bamazé kwāndika hanyuma ashimângire vyīzá nakare « ukubóko kumwé ntikwīyága ngo kwīmáre uburyí» kǎndi «ubugírigíri bugira babiri». Ivyo tubibwīrwa na NDAYIZEYE Therence[1]

Iki cǐgwa câcu, kiragerageza kudómakó urutoke ku có arí có umuryāngo w'Ábapfūmpfu b'í Mugōngo-Mānga kigatumira abǎndi banditsi kubāndānya barōndera ku micó, akarānga n'ákǎhise k'ímiryāngo mu Burǔndi. Hamwé abǎnditsi bōkuríkiza iyo ngēndo y'ítōhōza ku yǐndi miryāngo ntā nkēka twohamenyéra imicó, akarānga vy'úkúri vyǎrānze Abarǔndi.

## 7. Igihe icǐgwa cǎrāngūwemwó n'ímihîngo y'ítōhōza.

### 7.1. Igihe

Itōhōza ry'ǐki gikorwá rihagaze kuva imiryāngo itânguye kubá mu Burǔndi, bikaba bijanye n'ígihe kuva igihúgu cîtwa Uburǔndi.

Kurí ico gihe umutōhōji arashóbora kugíhagararakó agatôra amâmūko y'úmuryāngo uyu cânké urǐya. Imbere y'ǐco gihe ivyǎnditswe vyōgōra gūtôra na yó inkurú zó ku munwa ntizōboneka.

---

[1] NDAYIZEYE T. *Imicó n'ákarānga k'úmuryāngo w'Ábasāsu hamwé n'ákǎhise kâbo.* Mémoire, Université du Burundi, Bujumbura, 2011.

Dushobora rēró kumenya kuva kū ntwâro ya cǎmi ( ±1300 ), ingéne umuryāngo w'Ábapfūmpfu warí uméze n'îngéne wagîye uragerēra mu turêré dutāndúkānye na cānecâne duherêreye mu mihîngo y'itōhōza aríyo komǐne Mugōngo-Mānga mu ntârá y'í bwǎmi ubu yītwa Bujūmbura, intârá y'Umugǎmba wó hagatí.

## 7.2. Imihîngo yabêreyemwó itōhōza

Itōhōza ryǎbēreye mu ntârá imwé y'Úburǔndi; na yó ikaba arí Bujūmbura. Intârá ya Bujūmbura igizwé n'ámakómǐne icenda arí yó:

Mukike, Mutǎmbu, Muhūta, Nyabirāba, Mubǐmbi, Mugōngo-Mānga, Isáre, Mutīmbuzi, na Kabezí.

Iyo ntârá ifise intârá zibiri kāmá: intârá y'Ímbo n'Úmugǎmba. Imihîngo y'ítōhōza iri mw'īkómǐne ya Mugōngo-Mānga mu burârūko bwâyo hari komǐne Murāmvya, mu burârūko bushirá uburengero hari komǐne Kanyǒsha, mu buseruko hari komǐne Rusaká, mu bumanuko harí Mukǐke na Mutǎmbu.

Iyó komǐne ya Mugōngo-Mānga irí mu ntârá kāmá y'Úmugǎmba.

Itōhōza ryǎbēreye mu mitǔmba imwîmwé igizé amazǒne atatu ya komǐne Mugōngo-Mānga. Murí zǒne Kānkíma, itōhōza ryǎbēreye ku mutǔmba wa Nyámugarí mu gacīmbiri Kabuye, zǒne Mugōngo.

Itōhōza ryǎbēreye ku mitǔmba: Mugōngo, Gisárwe (agacīmbiri Nyagatwēngera), Kirarí, Tyâzo, Butagâzwa (uducīmbiri Mwūmba na Nyaruyira,)

Murí zǒne Jēnda, umutúmba Nyagitwēnzi, agacīmbiri Gasurú.

## 8. Imvo zǎtumye itōhōza ribēra murí iyo mihîngo

Umūntu wěse yōsomá iki gikorwá yōshóbora kwîbaza igitúma itōhōza ryǎgīye gukórerwa mū ntârá ya Bujūmbura na cānecâne mw'īkómǐne ya Mugōngo-Mānga. Mu makómǐne agizé Bujūmbura, komǐne Mugōngo-Mānga vyǎbaye ngōmbwá kubá arí yo ikorérwáko cāne kukó arího umuryāngo w'Ábapfūmpfu ugwīríye. Mu mazǒne atatu agizé komǐne Mugōngo-Mānga ntā nǐmwe itagirá umūntu wó murí uwo muryāngo aríko ntibarí ku mitǔmba yōse igizé ayo mazǒne, harího imitǔmba dusānga atâ mūntu n'ǔmwe wó murí uyo muryāngo ahabá.

Iyǐndi mvo nayó nyéne atāwǒyīyobagiza ni yó y'îyi:

- umwǎnya,
- uburyó,
- íbikórēsho itōhōza arí mwěn'īryo rikenéra kugíra umūntu ashiké kw'īhāngiro ryîwé ku rugezo rwōshirá ahabóna imicó n'ákarānga k'úmuryāngo múnâká, dusānga biturēngeye kure, bidēndanyé n'úburyó umunyêshūre asohótse kaminūza abá ashóboye kurōnka murí rusǎngi. Ivyo vyöse bikaba arívyo bigizé imvo nyamúkurú zǎtumye itōhōza ribēra mw'ī kómǐne ya Mugōngo-Mānga.

## 9. Guhwêbūtsa insígūro y'íjāmbo umuryāngo

Ijāmbo umuryāngo ni ijāmbo rigōyé gutégēra arí rimwé iyó ritōngéwekó ayǎndi majāmbo arirǎngūra mū nsígūro yâryo.Umuryāngo nk'ûkó iryo jāmbo rirí, abaríbariwe bashobora kwûmva insígūro zishiká cânké zirēngá zitatu. Vyôngeye ivyǎnditswe vyǐnshi bitānga insígūro kurí iryo jāmbo birí mū ndími z'ábanyámahǎnga, kubíshira mu rurími rw'Ikirǔndi bigatēra ingǒrane kukó insígūro zidashobóra kwēgerana n'ûkó Abarǔndi bôbó bábitegēra mu bwênge bwâbo bícīye mu micó yâbo.

Uruvyâro rwā nâká rufatwa nk'úmuryāngo wāgútse ufisé Sēkúru abá akírihó cǎnké atakirihó mugábo bacībúka bōse.

Abǐyitīrira Sēkúru wa kêra būmvá batǎbōnye abǎndi batacībuka bakavuga ngo abanâka (izína ry'úmuryāngo).

Uwo mugwi wā nyuma ni wó běnshi mu bamáze kugira icó bāndíka mu bijânye n'ímiryāngo bǎtānze insígūro zitarí nke.

Nka BIGĀNGARA J.B (1986)[2]; atānga iyi nsíguro kó: Umuryāngo w'Ábǎnāká arí umurwi ugizwé n'ámashámi měnshi y'ímiryāngo yāmûka ku musêkúruza wa kure wēméra ko wītírirwa izína kānāká. Ni umuryāngo w'ábāntu běnshi kugera kū ngazí y'úruvyâro rwó hējuru.

Arōngera akavúga kó: umuryāngo uhērerekanywa ucîye ku gitsínagabo.

---

[2] BIGANGARA J.B, *Pour une anthropologie de la famille et du mariage traditionnel au Burundi.* Expression et valeurs africaines burundaises, Bujumbura, 1986, p.23.
«L'umuryango(Clan) : le Clan est constitué de plusieures familles parentales descendant d'un même ancêtre très lointain dont il porte le nom. (...).C'est le dernier échelon des groupements familiaux(...).Il est à noter, tout comme dans les deux premiers échelons que l'umuryango, clan, se caractérise par la descendance de mâle à mâle».

MWŌROHA E. (1977)[3], na wé avuga kó: umuryāngo arí umurwi w'ábāntu ugizwé n'ámashámi y'ábasêkúru bâbo ashwîrágiye mu gihúgu azwi kw'īzína rimwé.

RODEGEM F.M, (1965) na wé avuga kó: «umuryāngo arí umurwi w'ábāntu uhērérekanya iragí ucîye ibŭse, abawúhuririkiyemwó bakīyitirira kubá bâmūka kurí sēkúruza umwé[4]»

## 10. Akamaro kó kumenya umuryāngo umūntu yāmûkamwó n'ákarānga kâwo

Kumenya umuryângo nó kuwúvuga ni umucó udakwīyé kuzímāngana kukó bitumá akarângamútima k'ábāsōkúru mu bijânye n'úbukérebutsi, kurīnda, gufáshānya, gukûnda igihúgu bitagīrîra. Kuvyîyíbagiza ntáho bitāníye nó gutá akarānga n'íragí ryătugejeje mu bigero.

Abānditsi batarí baké băragíze icó batērêra ku kamaro kó kumenya imiryāngo.

JOHANSSEN, E. (1984)[5] avuga ku miryāngo yó mu Rwānda, na hó bigasa nó ku Burŭndi akavuga kó: « Imiryāngo arí yó igizé ubudasá bw'ábanyágihúgu ».

NTAHOMBĀYÉ, Ph; (1983) na wé avuga kó: « umuryāngo nk'ûkó abāntu bawuvugá ni ijāmbo ritērá amadĭdāne mu gutāhūra, vyôngeye nó mu gifarānsa ntā nsígūro yūzúye rifisé. Aríko dúfatiye kūngŏrane ibijânye n'ímiryāngo vyăgīye bítēra; ivyĭrwa vyō bishirá ahabóna vyōba imfáshānyo níni mu gutânga umucó kw'îyímukayímuka n'ígerēra ry'ábāntu murí aka karêré Uburŭndi burímwo »[6].

RODEGEM F. M (1975) atānga intērērano yāmūka mu kumenya nó mu kumenyana kw'ábanyamuryāngo akavuga kó: « umuryāngo muníni mw'īvyarâna ryâwo warí ufíse akamaro kaníni kurusha abāntu bó mu rugó mū ntégūro y'úmubâno wâbo kukó bashíka mu

---

[3]MWOROHA E., *Peuples et Roi de l'Afrique des Lacs*. N.E.R., 1977, p.41.
« L'umuryango au sens de lignage maximal, groupe un ensemble de l'ignages mineurs qui se trouvent disseminés dans tout le pays mais qui se distingue par un nom qui leur est commun(...)».
[4] RODEGEM F.M, *onomastique rundi*, Bujumbura, 1965, p.75-76.
«L'umuryango est un clan patrilinéaire dont les membres se considèrent comme descendant d'un même ancêtre.»
[5] JOHANSSEN E., *Rwanda, Bethel bei bielfeld 1912, cité par Hans Meyer, Les Barundi, une étude ethnologique en Afrique orientale, société française d'histoire d'outre-mer*,1984,p.140.«(Les Clans).Ce sont ces derniers qui préservent les particularités nationales(...)».
[6] NTAHOMBAYE P. *Des noms et des hommes, aspects psychologiques et sociologiques du nom au Burundi*, Karthala, Paris, 1983, p.40.
" L'umuryango dans le sens de "Clans" ou "lignage majeur" est une notion floue et sans veritable réalité sociale(...) par manque d'une nomenclature adéquate en langue française mais en tenant compte des restrictions apportées en reconnaissant que c'est un phénomène qui pose des problèmes historiques difficiles à résoudre et de l'étude,dans l'ensemble des royaumes des grands lacs pourrait éclairer les mouvements migratoires(...)".

bāntu bĕnshi kugeza ku rugero rw'îvyârana rwó hējuru, bagatêrana umutima wó gufashānya nó gukûndana bikagera iyó bakwīrágiye mu mihîngo y'ígihúgu cöse »[7]

NTAHOMVŪKIYE H.; (1990-1991) arōngera agatêrēra icîyumvīro ku vyĕrekeye inêzá yó kwîtirirwa umuryāngo w'úmūntu akavuga kó: «uwĭtiriwe umuryāngo wîwé aratêkāna akîyumvamwó kó arí mu muryāngo; mu bîwé nó mu twîwé; akûmva kó ashigíkiwe n'ábāntu böse bitîrirwa uyo muryāngo ntiyîgere yîyumva ubunyákamwe[8]»

VANCINA J. ; (1964) avuga kó : izína umuryāngo ko rifíse akamaro kaníni kū ngēnzi ku kŭngene zākîrwa iyó zātsé indâro zikavuga kó zāmûka mu muryāngo umwé n'âbázatsemwó indâro[9]

Ni na yó mvo mu bihe bimwêbimwé umūntu yŭmva uwurí aha yîvuga ngo: Jēwé uw'ábanâká tuzōhūra. « N'útābibona uzôgiré uti umuryāngo w'ábakí ntiwavyâye. Umūntu yīvúga icó akūnda kăndi n'ábamwûmva bakakímwŭbahira ».

Aríko rēró nk'ûkó twāgumye túbivuga hējuru, gutégēra ijāmbo umuryāngo n'ákamaro kâwo ntivyōróshe bisaba kubânza kwînjira mu mibâno y'ábāntu ukabānza ukabamenya. Abānditsi cānecâne b'ábanyámahănga barîhēnda ku nsígūro n'ákamaro k'úmuryāngo.

Nk'ákarorero umwānditsi D'HERTEFELT ahó avugá kó: « umuryāngo ni umurwi utagirá uwuwúserukira ntā ntégūro yâwo bwīté ufisé; ntā ngīngo cânké amatégeko ngēndégwakó aharí afashá gutûngānya ibikorwá ngirakamaro vyâwo »[10].

MACQUET J. na wé avuga kó: «umuryāngo arí umurwi wīyítirira izína rimwé aríko utagirá intégūro nĭmwe hagatí mu mugwi wōshobóra kugira urunaní rw'ábafátanye mū nda»[11]

---

[7] RODEGEM F.M. op.cit, pp.75-76.
"La lignée ou le Clan avait plus d'importance que la famille au sens strict dans l'organisation sociale, elle unissait par un sentiment de communauté, des parents de degrés fort éloignés et inégalement répartis sur l'ensemble du pays."

[8] NTAHOMVUKIYE H. *particularité linguistiques des éthnotextes burundais.*Nouveau-la-Neuve, 1990-1991, thèse de Doctorat, p.46.
"Le porteur d'un nom clanique surtout se sent comme assimilé, immergé dans son clan, il se sentira également intégré dans le rang de ceux dont son nom vante la vertu."

[9] VANSINA J. *La légende du passée, tradition orale du Burundi.* Tervuren, 1972, p.4.
"Une fonction mineure (clan) consiste à donner l'hospitalité à des voyageurs appartenant au même clan."

[10] D'HERTEFELT M., *Les Clans du Rwanda encien : Elément d'Ethnologie et d'éthnohistoire*, 1971, p.5.
"Le Clan n'a ni chef ni organisation interne, ni procédures pour régler les affaires d'intérêt commun."

[11] MACQUET J.J. et BALANDIER G. *Dictionnnaires des civilisations africaines*, Paris, 1968, p.107.
"L'umuryango, clan, serait n groupe nominal dépourvu de l'organisation interne qui pourrait en faire en foyer de solidarité."

Túgerageje kwîhwēza ivyó abo bānditsi banditse, biboneka nêzá yûkó batări bînjiye mu micó y'Ábarŭndi n'Úburŭndi kugíra ngó batāhûre nêzá ibijânye n'ímiryāngo n'ákamaro kâyo.

Mu Burŭndi umwâna kuva akívūka yĭtābwahó n'úmuryāngo wó ku zîko n'ûwó sé akomôkamwó eka n'ígihúgu cămwībarutse nakare ngo umwâna sí uwŭmwe ni uwó umuryāngo ni uwó igihúgu. Iyó basohóra umuvyēyi inákuru yamúshira ku rutaro agasohoka hānzé akamwêreka impănde ziné z'ígihúgu ati: « Ndakwêretse Uburŭndi » vyăsigūra kó umwâna yākíriwe mu muryāngo, mu Barŭndi nó mu Burŭndi.

## 11. Ubuhĭnga bwăkorēshejwe mu gutôrorokanya inkurú

Mu gutôrorokanya inkurú murí iri tōhōza ku muryāngo w'Ábapfūmpfu twăkorēsheje irādiyo ifatá amajwí n'útubîtsi twó kubíshīngura. Aho ní ku bāntu băduhāye inkurú ku munwa bagatakó bakatwêmerera kó tubafatá amajwí.

Hari n'ábăndi bāntu băduhāye inkurú batătwēmereye kó tubafatá amajwí, ivyo na vyó twăravyŭbahirije dukorēsha ibitabu n'údukarămu mu kwāndika inkurú bāduhăye; ivyo bitabu kăndi twărabikorēsheje mu kwāndika ibijânye n'îvyó twībónera n'âmâso tútarīnzé kubáza.

## 12. Abătānze inkurú zijānye n'íbibázo vy'ítōhōza

Abătānze inkurú ni bĕnshi; nka böse bāmūka mu muryāngo w'Ábapfūmpfu, abó mu yĭndi miryāngo twăsānze atâ vyĭnshi bawŭzikó. Twăshīmye kó twōbahá murí iki gitabu abăduhāye inkurú z'îfatiro twăbonye zijānyé nêzá n'íhāngiro ry'ĭki gikorwá. Murâzi yûko mu gikorwá c'ítōhōza harí abatânga inkurú umutōhōji ugasānga ntaho zisá zísāna n'íbibázo vy'ítōhōza ryîwé, atacó zōfashá mu gushika kw'íhāngiro ryîwé, izo agahéza akazírēnzakó uruho rw'âmâzi. Abătānze inkurú z'îfátiro ni bó b'âba:

1. NTAHONDERÉYE Sylvestre wa NTAHOMPAGÁZE Joseph wa Nzŭmpatse wa Rutamānzura, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Nyagatwēngera, umutŭmba Gisarwe, komĭne Mugōngo-Mānga, intârá ya Bujūmbura.

2. HARAYĂNDI Charles wa MAHUNA wa NÎNDERÉYE wa RUVYĀGIRA wa RUBŌNDO wa RUSHĬHA wa RUVŪNGANA wa BIRIRINKÔRÉKURUTARO wa GIPFŪMPFU,Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Kabuye, umutŭmba Nyamugári, komĭne Mugōngo-Mānga, intârá ya Bujūmbura.

3. NTĀKAYÓBERANA Siméon wa NTĀKAYÓBERANA wa Masáse wa NZŬMPATSE wa RUTAMĀNZURA wó mu gacīmbiri Nyagatwēngera, umutŭmba Gisarwe, komĭne Mugōngo-Māanga, Intârá ya Bujūmbura.

4. GAHŪNGÚ Cyrille mwĕne BAGONA Simoni wa NTIBĀNDÊNGA wa SÊNKEZI mwĕne MÍHŌSHO wa RUBŌNDO wó mu gacīmbiri Kabuye, umutŭmba Nyamugári, komĭne Mugōngo-Māanga, intârá ya Bujūmbura.

5. MBĀYAHĂGA côme mwĕne BWAKĪRA Rinó wa SÊRUBĒYA Antoine wa MÍHŌSHO wa RUBŌNDO wa GISHĬHA wa RUVŪNGANWE wa BIRIRINKÔRÉKURUTARO wa RUPFŪMPFU wó mu gacīmbiri Kabuye,umutŭmba Nyámugarí,komĭne Mugōngo-Māanga.

6. KAMENYI François mwĕne MITAGATO wa MPABŪYE wa RUTĒKEREZA rwā NDŌNSE wa RUHÍSO rwā GIPFŪMPFU wó mu gacīmbiri Vyūyá, umutŭmba Jēnda, komĭne Mugōngo-Māanga, intărá ya Bujūmbura (Umupfūmpfu).

7. NIYÓNZIMA Victor wa BIRAGUMA wa NTABANGÎRA wa MÚHINI wó mu gacīmbiri Vyūyá, umutŭmba Jēnda, komĭne Mugōngo-Māanga, intărá ya Bujūmbura (Umupfūmpfu).

8. SINĪGÍRIRA Spéciose wa GAPĀYI wa BAHIMĀNGA wa MPABŪYE wa RUTĒKEREZA wa RUHÍSO wa GIPFŪMPFU wó mu gacīmbiri Kabuye,umutŭmba Nyamgari, komĭne Mugōngo-Māanga,intărá ya Bujūmbura.(umupfūmpfu)

9. GAHŪNGÚ Arthémon mwĕne YĀKÂNA Simon wa BĀMBONEYEHÓ Pie wa BARAVÚGA wa RUMŌNGE, Umupfūmpfu wó mu gacĭmbiri Mugōngo, umutŭmba Mugōngo, komĭne Mugōngo-Māanga, Intărá ya Bujūmbura.

10. NTĀBŬNDI Zacharie wa NDIMÛBWÔBA Eduard wa NTĪBÍNYAGIRO Rinó wa RUHORANA wa SÊMUHÁRI, umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Kirarí, umutŭmba Kayōyo, komĭne Mugōngo-Māanga, Intărá ya Bujūmbura.

11. NOBETSE Zacharie wa NOBETSE Gabriel wa MÁSUKÛRE wa RUHORANA wa SÊMUHÁRI, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Shēngero, umutŭmba Mwūrá, komĭne Mugōngo-Māanga, Intărá ya Bujūmbura.

12. GAHŪNGÚ Charles mwĕne NTAHONZIGÁMIYE François wa RŪJE wa RUKĒBANUKA wa RÚBĪNDO rwā MÁGUME wa BITĪMBA, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Gisĕnyi, umutŭmba Kayōyo, komĭne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

13. NSABIMÂNA Evariste wa KÂMUTWÁ Daniel wa NDÎYUNZŪYE wa RUMŌNGE wa MÁGUME wa GISHĬHA wa RUVŪNGANA wa GIPFŪMPFU, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Tyâzo,umutŭmba wa Mwūra, komĭne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

14. NĀNKĬMBĒSHA Potien wa NĀNKĬMBÊSHA Nicodēme wa NTÂKAGERO Maximilien wa NTABĀNGÎRA wa RUMŌNGE, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Tyâzo, umutŭmba Mwūra, komĭne Mugōngo-Mānga, Intârá ya Bujūmbura.

15. NĀKÂMANO Libérat wa NTIRUHĀNGÛRA wa NTABĀNGÎRA wa RUMŌNGE, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Tyâzo, umutŭmba Mwūra, komĭne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

16. MWĀRŪRO Gabriel mwĕne BARAYÂNDÉMA Libēríyo wa MÚSHAKĂRI wa NYAMUCA, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Nyabihuna, umutŭmba Kayōyo, komĭne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

17. BIGIRINDĀVYI Antoine wa NTIRWĪNYÉGEZA wa MÁSUKÛRE wa RUHORANA wa GASHĬHA, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Nyaruyira, umutŭmba Butâgâzwa, komĭne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

18. BAHONYÓYE Simŏni mwĕne GATWÂKAZI Ndéreyá wa MUSHÁKĂRI wa NYAMUJA wa SÊMUHÁRI wa RUBŌNDO wa GISHĬHA wa BIRIRINKÔRÉKURUTARO (bágitānga inká y'íngoróre ku Rutaro) wa GIPFŪMPFU, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Mwūmba, umutŭmba Butâgâzwa, komĭne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

19. NZŌHABONAYÓ Dénis wa GATŬMŪZA wa NTÂKARÂSHÍRA wa SÊGITÚKŬRI wa SÊNĀRI, Umupfūmpfu yavûkiye mu gacīmbiri Bândaguru, umutŭmba Kayōyo,

komīne Mugōngo-Mānga, ubu abá múrí zōne Kinîndo, komīne Muha, Intăra ya Bujūmbura.

20. BIDAGAZA Stany wa HEMÉRI Patrice wa RÚKĚSHA wa RUVYĀGIRA, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Kabuye, umutŭmba wa Nyámugári, komīne Mugōngo-Mānga, Intârá ya Bujūmbura.

21. GAHŪNGÚ Missius mwĕne RUTAMUCÊRU wa MURASUKA wa RUVYĀGIRA wa RUBŌNDO wa GISHĬHA wa RUVŪNGANWA wa BIRĪRINKÔRÉKURUTARO, Umupfūmpfu wó mu Kabuye, umutŭmba Nyámugári, komīne Mugōngo-Mānga, Intârá ya Bujūmbura.

22. MBOGÓYE François[12] mwĕne MUNÉZĒRO wa RUKWĪRWÁ wa BAGĀNĪRA wa RUTWĂRE wa KAGABO wa KARIBWĂMI wa KAMÂNA wa KANYOTA wa KÔTSI wa GIPFŪMPFU, Umupfūmpfu w'í Matána, Intără ya Búrurí.

23. BĀGAZWE Nicodēme wa BĀGAZWE wa RŪJE wa BIKEBĀNUKA wa RÚBĪNDA rwá MÁGUME wa BITĪMBA, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Gisĕnyi, umutŭmba Kayōyo, komīne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

24. MUTÁBONWÁ André mwĕne MUTÁBONWÁWA Ntâkabôza wa RUTAMĀNZURA, Umupfūmpfu wó mu gacīmbiri Nyagatwēngera, umutŭmba Gisarwe, komīne Mugōngo-Mānga, Intără ya Bujūmbura.

25. GURÚBIZA mwĕne RUHŪRIKA mwĕne NTARWĀBÍRA wa RUVYĀGIRA wa RUBŌNDO wa GISHĬHA wa RUVŪNGANWA wa BIRĪRINKÔRÉKURUTARO

26. BINWA Antoine mwĕne NTAHONZIGÁMIYE wa RŪJE wa BIKEBĀNUKA wa RUBÎNDA wa RUTĪMBA, UMUPFŪMPFU wó mu gacīmbiri Gisĕnyi, umutŭmba Kayōyo, komīne Mugōngo-Mānga.

27. NDAYISĒNGA Liberathe wa NKIZA Jérôme wa SÊRUDŪGO Michel wa MINĂNI wo mu Vyūya muri komīne Mugōngo-Mānga.

---

[12] MBOGÓYE François rēró ntitwăshoboye kuvúgana amâso mu yăndi mugábo twărarônse ijāmbo ryîwé ry'ícănditse yashíkirije ku mūsi mukurú w'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu wabaye 1988. Iryo jāmbo ryăratwĕretse nêzá nanêzá inkómōko y'úmuryāngo w'ábapfūmpfu arí na có cătumye túmushira mu rutōnde rw'ábatānze inkurú z'íbibázo vy'ítōhōza nâhó tutări dúfise umwîdōndōro wîwé ukwīyé.

## 13. Guhítamwó abătānze inkurú

Abatângankurú twăshīmye kó bōbá abāntu bábakurambere bashikána cânké barēnzá nk'îmyâka mirōngo itāndátu. Aríko rēró twăhasānze abafíse imyâka mirōngo itānu bāzi ibitári biké kăndi bagashíruka amazīnda. Abo na bó ní abĭbutse kubíbaza bā sêkúru ivyăbarānze na bó baraheza babibīka ku muzírikanyi. Ná bó nyéne rēró twărabatéga ugutwi, bakatuyāgira tukēgeranya inkurú zâbo. Hanyuma tukazigereranya n'îzo ábăndi bātānze, dúsānze zífashe twărazăndika kukó Abarŭndi baravúga ngo: « Umugabo si urucúmu » kandi ngo « Ukurí ntikuvugá uwukúze kuvuga uwukûzi».

# IKIGABÁNE CĀ MBERE: AKARÊRÉ K'ÍTŌHŌZA N'ÍMIRYĀNGO YAHÁGERĒREYE

Iryo tōhōza ry'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu twărigize mu karêré k'întârá y' í Bwămi, na cānecâne mu ntârá kāmá y'Úmugămba, ahó ubu twītá intârá ya Bujūmbura mu gihúgu cā NYÉNAMÁ, mu mitŭmba imwîmwé igizé Komĭne Mugōngo-Mānga.

## 1.1. Intârá y'í Bwămi

Intârá y'í bwămi ni Intârá irí hagatí y'înzûzi zibiri na zó ní izi : Mubarāzi na Rúvyirônza. Iyo Ntârá ntíyagabwá n'úmugánwa cânké umutwăre yătwārwa n' ívyârihó vy'Úmwămi. Iyó ntârá yayikoza icó ashāka cöse.

Nk'ûkó tubibwĭrwa na Marie BADOGŌMBWA[13] mu gitabu yănditse avúga kó mu gihūmbi kimwé n'ámajana icēnda na mirōngo itatu abakoróni bătegetse Mwāmbutsa kuva mu vyĭbare vyöse nó kuba umwănya murēmure mu birimba bikurikira: Murāmvya ná Gítega. Gútyo ubutégetsí bwegerezwa abagánwa (Abâna b'Ábămi) n'Ábatwăre bó mu miryāngo itāndúkānye. Nk'ákarorero icĭbare c'í Murūnga catwārwa na Ntígarâmba uwo na wé yarí umutwăre wa kêra. Murí ico cĭbare c'í Murūnga hărihó Umukámyi yītwá Ndarúbagiye kuri Mutâga, kurí Mwāmbutsa yarí umutwăre. NTAHOKAJA na wé arongéra ko ati: "ahó Umwămi agīriye kubá í GÍTEGA; ibihúgu vyări ivyĭbare bishikīra vyahāwe Abagánwa. Icāsigaye ni icĭbare c'í Murāmvya yarí imitūmba iné: Musagara, Musānga, Kagōngo na Cīrīsho."[14]

## 1.2. Intârá y'Úmugămba

Ni urunaní rw'ímisózi ihagúrutse, itōndékanye kuva i Rukónwe i Bururi igaca ibā Búkēye na Músigâti nó mu Rwānda. Ni rwó rugabúra amâzi y'í Burŭndi ay'i bubăfu agasēsera muri Tānganyika nó murí Zaïre ay'í buryó akīsuka muri Ruvúbu, Kagéra, na Nĭli; ni hó bĭta mu Butwé bwā Nĭli-Zaïre. Ni mu Gikûndāmvúra. Ni hó hasigáye ikibira. Intârá y'Umugămba ní Intârá imwé mu ntârá kāmá zigizé Uburŭndi. Iyo ntârá kăndi igabuwemwó gatatu, umugămba wó mu bumanuko, Umugămba wó hagatí hamwé n'Úmugămba wa rúguru mu burârūko bw'ígihúgu.

Umugămba wo hagatí rêró, ugizwe na Komĭne Mugōngo-Mānga na Mukĭke. Komĭne Mugōngo-Mānga ni yó twăkoreyemwó itōhōza ry'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu.

---

[13] BADOGOMBWA M. *La chefferie de Nyénamá début du 20è S-1944.* Bujumbura, UB. 1984. p.148.
[14] NTAHOKAJA J.B. *Imigenzo y'ikirundi.* Bujumbura, Université du Burundi, 1978. p. 5.

Intârá y'Úmugămba tuyisānga :

- mu bumanuko hari intârá kāma y'Ímbo ;
- mu bumanuko bushīrá uburêngero harí intârá kāmá y'Úbutūtsi ;
- mu bumanuko kăndi tuhasānga intârá kāmá y'Úburagáne ;
- mu burârūko harí intârá kāmá y'Úbuyenzi ;
- mu buseruko bushīrá uburârūko tuhasānga intârá kāmá yo Mu mirwa igaca ihāna urubíbe n'întârá kāmá y'Ímbo.

### 1.3. Igihúgu cā NYÉNAMÁ

Umūntu yōsomá iki gikorwá yōkwībaza NYÉNAMÁ uwó arí we. NYÉNAMÁ ní umwŭzukuru wa Mwêzi Gisābo na INABAKUZA akaba umuhŭngu wa SETOBÔRWA na INAMAKĂTWA. Uwo mugánwa yavûkiye mū ntârá ya Kirimiro.

NYÉNAMÁ yatwâra intârá kāma y'Imbo na yó ikaba yarīgízwe n'ámakomĭne atānu arí yo : Isaré, Muhūta, Mutămbu, Kanyŏsha na Mubĭmbi hamwe n'întârá kāmá y'Úmugămba wó hagatí (Komĭne Mugōngo-Mānga, Gisozi, Rusaka na Mukĭke) nk'ûkó twăbihāwe n'ábatângankurú MBĀYAHĂGA Côme na NTAHONDEREYE Sylvestre.

**NYÉNAMÁ yarí afisé ingó indwi n'ábagoré indwi bavá mu miryāngo itāndúkūnye**

| Izína ry'Úmugoré | Umuryāngo | Ahó urugó rwări rwûbatse |
|---|---|---|
| 1.INANGORORE | ? | Mpanuka |
| 2.BARĂMPEBA | ? | Mpanuka |
| 3.MUNDANIKURE | ? | Runyerí |
| 4.BARĂNYASE Antoinette (NZÓBE/INKŬNDWĀKAZI) | Umwênēngwe | 1°. Kaguhú<br>2°.Rukina |
| 5.NIYAKIRE | Umunyákaráma | Mugōngo |
| 6.INAKANYAMBO Régina | Umunyarwānda | Muyira |
| 7.MUJÂNDI Marcienne | Umunyákaráma | 1°. Muyira<br>2°.Rushûbi |

NYÉNAMÁ mu vy'întwâro yafáshwa n'ábatwăre akōngera agakīkizwa n'ábagēndanyi bîwé. Abo bagēndanyi turabásānga nó mu muryāngo w'Ábapfūmpfu twăgizemwó itōhōza

nk'úturorero tw'Ábapfũmpfu uwĭtwa VYŨMVUHORÉ mwĕne MURASUKA na BWAKIRA Rinó mwĕne SÊRUBĒYA ngo zări ingēndanyi zā NYÉNAMÁ. Abatângankurú batubwīrakó VYŨMVUHORÉ yagênda arîvuga amazína ahó NYÉNAMÁ agezé höse. NYÉNAMÁ akaba yátwāye Intârá y'Ímbo na Mugămba kuva mū mpéra z'íkīnjana cā cumí n'icĕnda akorerwa mū ngatá n'Úmuganwá BARUSASIYEKÓ mu gihūmbi kimwé n'ámajana icĕnda na mirōngo iné na káne. Uwo Barusasiyekó yarí umuganwá yacīye kū ntebé y'íshŭre.

### 1.4. Intârá ya Bujūmbura

Intârá ya Bujūmbura n'întârá imwé mu ntârá cúmi n'úmunăni zigizé Uburŭndi. Mu buseruko harí Intârá ya Mwâro, mu burêngero harí ikiyága Tānganyika. Mu Bumanuko harí Intârá zā Búrurí, Rumōnge na Mákāmba; mu burârūko harí intârá ya Cíbitōke. Ikómĭne ya Mugōngo-Mānga twagizemwo itohōza ry'úmuryāngo w'Ábapfũmpfu ni ikómĭne imwé mw'íkómĭne zigize intârá ya Bujūmbura.

### 1.5. Kómĭne Mugōngo-Mānga

Kómĭne ya Mugōngo-Mānga irí mu ntârá kāma y'Úmugămba. Iyo komĭne irí mu ntârá ya Bujūmbura, mu buseruko hari komĭne Nyabirāba; mu bumanuko harí i komĭne ya Mukĭke; mu burârūko bushīrá uburengero harí komĭne Isáre ; mu buseruko bushīrá ubumanuko harí komĭne Mutămbu ; mu bumanuko bushīrá uburêngero hari komĭne Gisózi.

Ikomĭne ya Mugōngo-Mānga igizwe n'ímisózi ya Rusāsuma cúmi n'ĭtāndátu nayó ni iyi:

Nyamúgarí, Buhóro, Rwībāgá, Mugoyi, Rutâmbiro, Kibira, Murūnga, Gisarwe, Mugōngo, Butâgâzwa, Kayōyo, Mwūrá, Nyarushānga na Jēnda.

Zŏne Jēnda igizwe n'ímisózi umunăni na yó ni iyi :

Jēnda urbain, Jēnda rural, Nyarushānga, Buhóro, Rwībāgá, Mugoyi, Murūnga.

Zone kānkíma igizwe n'ímisózi itatu : Nyamúgarí, kibira na Rutâmbiro.

Zone Mugōngo igizwe n'ímisozí itānu ya rusāsuma : Mugōngo, Butâgâzwa, Kayôyo, Mwūra na Gisagwe.

Inzûzi nkurúnkurú zirí murí komĭne Mugōngo-Mānga ní zitatu : Ruhoróro, Mubarāzi na Kigezi.

### ❖ Insígūro nkîkūro ya komǐne Mugōngo-Mānga

Komǐne ya Mugōngo-Mānga ni imwé mu zigíze Intârá kāma y'Úmugǎmba. Umūntu yōkwǐbaza igitúma iyo Komǐne yītwá uko « Mugōngo-Mānga». Abatângankurú bâcu bǎtubwîye kó bǎfashe imisózi ibiri ibāngabānganywe ari yó Mānga na Mugōngo baca bayishira hamwe mu kwītīrira iyo Kómǐne, ica ifata izína ry'ǐyo misózi ibiri. Ni na co gitúma mu kwāndika izína ry'ǐyo Komǐne twāndíka amazína abiri Mugōngo na Mānga tugashira hagatí akarōngo gakītse.

Mugōngo-Mānga ni izína ry'úrunaní rigizwé n'ámazína abiri Mugōngo na Mānga.

Ku musózi wa Mānga hariko ivyûma vyó gutúmatumanakó amakurú bicîye kw'írādiyo. Ku musózi wa Mugōngo hariko ivyûma vyo guhânahāna amakurú vyā terefone mu gifaransa (mu kirǔndi twōvuga indárīrizamajwí).

## 1.6. Imisózi yabêreyekó itōhōza

Imisózi yabêreyekó itōhōza ry'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu ni umunāni: Mwūra, kayōyo, Būtâgâzwa, Mugōngo, Gisagwe, Nyámugarí, Murūnga na Jēnda.

## 1.7. Imiryāngo yagérērēye kurí iyo Misózi

### 1.7.1. Būtâgâzwa

#### 1.7.1.1. Agacīmbiri Nyaruyira

- Abapfūmpfu bó kwā Gítabúna NTIRWĪNYÉGEZA (Abahimá),
- Abanyuka bó kwā MUHAGASHI ni Abôngerá (Abahimá),
- Abanyákarráma bó kwā NTIBANOBÓKA (Abatūtsi banyaruguru),
- Abahânda (Abahimá),
- Abanyarwānda bó kwā KANYABUGŪNDA (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyágisaká bó kwā RWŪNZA (Abatūtsi banyaruguru).
- Abazige (bó kwā BIRAZÓGŌMBA na NTIBÂSAME) (Abahutú).

#### 1.7.1.2. Agacīmbiri Mwūmba

- Abanyarwānda (kwā Máyǎgwa) (Abatūtsi banyaruguru),
- Abagunǎ bó kwā Sêruhūnzi (Abahutú),
- Umunyágisaká wo kwa NDABUNGANIYE (Abatūtsi banyaruguru),

- Abarēmbe : bó kwā NTÂMASHÍMIKIRO na Ndōmbeye (Abahimá),
- Abashêge bó kwā KIGĒNDA na KÂNDEKÉ (Abahimá),
- Abapfūmpfu bó kwā MÚSHAKĂRI (Abahimá),
- Abazige bó kwā NTAHORWÂMÍYE (Abahutú),
- Abarēmbe (Abahindá) (Abahimá),
- Abashūngura bó kwā NKWARURO (kwa KÛRŬRU) (Abatūtsi banyaruguru),
- Umunyákaráma bó kwā RUSOBĪNKONO (Abatūtsi banyaruguru),
- Abasapfu bó kwā MWUZURO (Ribérat) (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyágisaka wó kwā RUHAGIRA (Abatūtsi banyaruguru),
- Abashêge bó kwā VYŌGA (Abahimá),
- Abapfūmpfu bó kwā MUGAGA (Abahimá),
- Abanyágisaká bâba ku mutwé wa Mwūmba na bó kwā RUHÂNGIRA (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.1.3. Agacīmbiri Kāngabo

Kuva ku Mubarāzi gushika ku Rugabano rwā Gásurú na Mwūmba hiharijwe n'úmuryāngo w'Ábanyágisáka bó kwā RUGĀJO na RUHĀNGIRA (böse na bo Kwa RURĪNZA) (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.1.4. Agacīmbiri Gasurú

- Ábanyágisáka bó kwā RUGĀJO (Abatūtsi banyaruguru),
- Ábanyágisáka bó kwā RURĪNZA (Abatūtsi banyaruguru),
- Abashêge bó kwā NTÁRAKÁ aribo bó kwā BIRAGUMA (Abahimá),
- Abanyákaramá bó kwā SÊNTAMÁNA (Abatūtsi banyaruguru),
- Abayogoma bó kwā MÂNGAHO (Abatūtsi banyaruguru),
- Abenerwâmbá bó kwā NDĒMBĒYE (Abatūtsi banyaruguru).

## 1.7.2. Murūnga

### 1.7.2.1. Agacīmbiri Murūnga

- Abanyákaráma (Abatūtsi banyaruguru),
- Abânēngwe (Abatūtsi banyaruguru),
- Abasapfu (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.2.2. Agacīmbiri Nyagitwēnzi

- Abanyákaráma (Abatūtsi banyaruguru),
- Abapfumpfu bó kwā RUTĒKEREZA (Abahimá),
- Abayogoma bó kwā MINĂNI (Abatūtsi banyaruguru),
- Abênēngwe bó kwā NTERÉRE (Abatūtsi banyaruguru),
- Abarēmbe (Abahimá).

## 1.7.3. Mugōngo

### 1.7.3.1. Agacīmbiri Mugōngo

- Abanyuka (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru),
- Abêzi (Abagánwa bó kwā VYĪMÂNA bó kwā mwêzi),
- Abavubikira (Abahutú),
- Abayēngero (Abahutú),
- Abasafu (Abatūtsi banyaruguru),
- Abahîrwá (Abahimá).

### 1.7.3.2. Buhororó (agacīmbiri)

- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyōnga (Abahutú).

### 1.7.3.3. Nyabigati (agacīmbiri)

- Abênēngwe (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyákarāma (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru),
- Abajîjí (Abahutú).

## 1.7.4. Nyamúgarí

### 1.7.4.1. Agacīmbiri Nyamúgarí

- Abashīngwe (Abatūtsi banyaruguru),

- Abasapfu (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.4.2. Agacīmbiri Gihasha

- Mu bumanuko hări Abasafu, hagati na hágati Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru), Aho nyéne hari Abajîji (Abahutú) n'Ábabíbe (Abatūtsi banyaruguru) abo na bo ni inkêhwá kukó ngo BINIGÍRI na NDIRAHÍSHA (Ababíbe) băje ari abŭngere b'úmutwăre GATERÉTSE. N'Ábajîji nyené ni imiryāngo ibiri gusa igizwé na BARÎTOYA na BUNYÉGEYE abo băje bava mu gitohwe bâzananye n'úmutwăre yĭtwa RUGĂNDA wó mu muryāngo w'Ábahīrwa (1944).
- Mu Burârūko harí Abôngerá (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.4.3. Agacīmbiri Kigōzi

- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru)

### 1.7.4.4. Agacīmbiri Kāshirú

Abênēngwe (Abagōngomora) ngo kubêra băvuga mĕnshi kăndi bakavugira hējuru (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.4.5. Agacīmbiri Kabuye

Agacīmbiri Kabuye kagizwe n'úmuryāngo umwé w'Ábapfūmpfu.

## 1.7.5. Kayōyo

### 1.7.5.1. Agacīmbiri Kayōyo

### 1.7.5.2. Agacīmbiri Gisĕnyi

- Abapfūmpfu (Abahimá),
- Abênēngwe (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.5.3. Agacīmbiri Nyabihuna

- Abapfūmpfu (Abahimá)

### 1.7.6. Mwūrá

#### 1.7.6.1. Agacīmbiri Shēngero

- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru),
- Abasafu (Abatūtsi banyaruguru),
- Abarēmbe (Abahimá),
- Abanyuka (Abatūtsi banyaruguru),
- Abapfūmpfu (Abahimá).

#### 1.7.6.2. Agacīmbiri Tyâzo

- Abapfūmpfu (Abahimá),
- Ababíbe (Abatūtsi banyaruguru),
- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru).

### 1.7.7. Gisarwe

#### 1.7.7.1. Agacīmbiri Nyagatwengera

- Abapfūmpfu (Abahimá).

#### 1.7.7.2. Agacīmbiri Gisarwe

- Abanyarwānda (Abatūtsi banyaruguru),
- Abajīījí (Abahutú),
- Abasapfu (Abatūtsi banyaruguru),
- Abênēngwe (Abatūtsi banyaruguru),
- Abapfūmpfu (Abahimá).

**Igicápu cērékana ukó imiryāngo yagérēreye**

| IMITŬMBA / Imiryāngo | 1. Nyámugári | 2. Murũnga | 3. GISARWE | 4. Mugõngo | 5. Butagâzwa | 6. Kayõyo | 7. Murĩrá | Igitigiri c'imitumba imiryango igerereye ko | Urugero i imiryāngo Igerereye ko kw'ijana% |
|---|---|---|---|---|---|---|---|---|---|
| 1. Abayogoma | | + | | | | | | 1 | 1,85 |
| 2. Abapfũmpfu | + | + | + | | + | + | + | 6 | 11,11 |
| 3. Abanyuka | | | | + | + | | | 3 | 5,55 |
| 4. Abanyákaráma | | + | | + | + | | | 3 | 5,55 |
| 5. Abahānda | | | + | | + | | | 2 | 3,70 |
| 6. Abanyarwānda | + | | + | + | + | + | + | 6 | 11,11 |
| 7. Abanyágisáka | | | | | | + | | 1 | 1,85 |
| 8. Abazige | | | | | + | | | 1 | 1,85 |
| 9. Abagunǎ | | | | | + | | | 1 | 1,85 |
| 10. Abashêge | | + | | | + | | + | 3 | 5,55 |
| 11. Abashungura | | | | | + | | | 1 | 1,85 |
| 12. Abasapfu | + | + | + | + | + | + | + | 6 | 11,11 |
| 13. Abarēmbe | | + | | | + | | + | 3 | 5,55 |
| 14. Abênēngwe | + | + | + | + | + | + | | 6 | 11,11 |
| 15. Abênerwamba | | | | | + | | | 1 | 1,85 |
| 16. Abêzi | | | | + | | | | 1 | 1,85 |
| 17. Abavubikira | | | | + | | | | 1 | 1,85 |
| 18. Abahîrwá | | | | + | | | | 1 | 1,85 |
| 19. Abanyōnga | | | | + | | | | 1 | 1,85 |
| 20. Abajîjí | + | | | | | | | 1 | 1,85 |
| 21. Abashīngwe | + | | | | | | | 1 | 1,85 |
| 22. Ababibé | + | | | | | | + | 2 | 3,70 |
| 23. Abongēra | + | | | | | | | 1 | 1,85 |
| 24. Abayēngero | | | | + | | | | 1 | 1,85 |
| **Vyöse hamwe** | | | | | | | | **54** | **100** |

IN: + Ni ukuvúga kó uwo muryāngo ubá urí kurí uwo mutŭmba, akŭmba atākirímwo ni ukuvúga kó wo muryāngo utabá kurí uwo mutŭmba, mukurōndera ivy'íjana dufata igitígiri umuryāngo ufisé ku utŭmba yöse tukarwīza n'íjana tukagabura n'íbitígiri vy'ímiryāngo irí ku mutŭmba wöse.

## 1.8. Amazína y'ímihîngo n'íbibǎnza vyūbǎhwa

Muri Zǒne Jēnda harí ibibǎnza bitatu vyūbǎhwa: Buhóro, Mubíra, Murūnga


### 1.8.1. Buhóro

Dúfatiye ku matōhōza yakózwe na Badogōmbwa Marie mu gitabu cîwé c'ákǎhise avuga kó icǐbare c'í Buhóro cǎtānguye kubahó guhêra kurí Ntáre Rugǎmba kizimāngana kurí Mwāmbutsa Bāngiricênge.

Akōngera akavuga kó umwǎmi yagihisemwó nk'ícǐbare cîwé. Kěra i Buhoró bǎhīta Kābuhóro.

Nk'ûkó vyǎri bímenyērewe mu mugēnzo wâbo wó gushikana inká i Bwǎmi, Abanyagihúgu b'í Kābuhoró bǎshikanira umwǎmi inká nyǐshi kǎndi nzīzá cāne. Umwǎmi yacîye abáza iyó zavūye bamwīshura kó zǎvūye i Kabuhoró aca akūramwó imwé arayítūnga icá iragwīra mū nyuma yacîye atégeka kó bahǔbaka urugó rwîwé. Hácǐye imǐsi mikêyí umwǎmi ategeka kó bōkūbaká urǔndi i Murūnga.

**Ishusho y'úrugó rw'Úmwămi rwó mu cĭbare c'í Buhóro**




**Insígūro**

1. Indâro y'înyána
2. Inzu y'ábŭngere
3. Sêntáre
4. Ingoró NYAMÚGÁRI (y'Ábakámyi)
5. NYABÚGORO (Ahó bagirira isuku)
6. Ikigega c'úbushaza
7. Ikigega c'íbigôri
8. Igikŏni

## 1.8.2. Murūnga

Hácīye imyâka mikêyá hûbatswe uruhŏngore i Buhoró inká zărahagwîririye, Umwămi yatégetse kó hūbákwa urŭndi ruhŏngore i Murūnga. Umwămi yacīye agabanya inká zimwé i Buhóro azishira murí urwo ruhŏngore.

Umutŭmba wa Murūnga wacīye utērwa itêká ry'úkŭbakwakó urugó rw'úmwămi. Izo ngó zibiri Murūnga na Buhoró zăbēramwó ubwôrōzi bw'înká.

### 1.8.3. Mubíra na Mugōngo

Ntā vyĭnshi băzivugakó, gusa icó batubwĭrá ni ukó zări ingó z'úmwămi.

Murí maké Buhóro kăbāye nk'ákarorero k'icĭbare có mū mpéra y'íkīnjana cā cumí n'ícĕnda nó mū ntângo y'íkīnjana cā mirōngo ibiri.

# IKIGABÁNE CÁ KÁBIRI: AMÂMŪKO Y'ÁBAPFŪMPFU BÓ MURÍ KOMǏNE MUGŌNGO-MĀNGA N'ÁKĂHISE KÂBO

## 2.1. Intângamárāra

Murí iki kigabáne turagerageza gusígūra inkurú yōbá yávūye mū nyishú băgīye baratânga mw'ītōhōza.

Ikigabáne gihezé twăbabwīye akarêré k'ítōhōza n'ímiryāngo yahágerēreye. Ubu na hó twāgōmba turābé inyishú rúsăngi twōkūra mu nyǐnshu abatangankuru băgīye baratânga,

Ivyo tukabigira kukó kênshi urasânga inyishú zimwêzimwe atā shímikiro zigirá z'ítōja mu nyishú z'íbibázo bijāna kw'īhāngiro ry'ítōhōza.

## 2.2. Amâmūko y'Ábapfūmpfu băgerēreye murí komǐne Mugōngo-Mānga

Túgereranije inkurú zöse zătānzwe ku kibázo c'âmâmūko y'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu ubá murí komǐne Mugōngo-Mānga, dusānga arí nyǐnshi aríko ku ruhănde runíni turasānga báhūriza ku cîyumvīro c'ûkó Abapfūmpfu böse ndētsé abagérēreye mu zǐndi ntârá z'Úburŭndi bâmūka mu ntârá kāmá ya BUTŪTSI igizwé n'āya makómǐne akwiríkira: MATÁNA, VYĀNDA, SŌNGA, RUTOVU, BURURÍ, RYĀNSORO.

Hari n'ábăndi batângankurú bavúga kó bāmûka mu tŭndi turêré aríko bikavāna n'ûkó usāngá bâzi bike kurí kăhise kā bāsêkúru bâbo. Ivyo tukabivuga kukó ubábajije ibití ndôndamvyâro vyâbo bagarukira hăfi cāne ahó atacó vyōfasha kugíra umūntu amenyé akăhise kâbo. Aríko ntidutebá gutôra abó basāngíye bāsêkúru kăndi bashiká kū rugero rwā kure rw'íbití ndôndamvyâro bakanávuga nêzá n'îyó bŭmvīse băje bâmūka.

Tukava ku nkurú túja ku yǐndi gushika inkurú twōkwītá iy'îfátiro ikabóneka.

Ntitwōvuga vyǐnshi kukó dufatíra ku vyo twăhāwe n'inkurú twăkūye mw'ītōhōza.

Mu bisânzwe ntâ hăndi mu bitabu bimáze kwāndikwa dusāngá bávuga amâmūko y'ŭwo muryāngo, ndetséko umuryāngo uri mu rutŏnde rw'ámazína y'ímiryāngo y'Ábahimá mu yó bavúga ibá mu Burŭndi mu vyănditswe ntā kǐndi bawuvugáko. Ibǐndi na vyó vyănditswe vyăkoreye ku miryāngo ibonéka mū ntârá kāmá zimwêzimwé z'Úburŭndi uwo muryāngo ntáwotwăbōnyemwó.

## 2.3. Akăhise k'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu

### 2.3.1. Amâmūko y'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu

Nk'ûkó imiryāngo imwîmwé izwí mu Burŭndi, tūzí ko yămūtse mū ntârá zitāndúkānye z'Úburŭndi iyîndi mberé bakavuga kó ishobóra kwâmūka mu bihúgu duhāná imbíbe, kĕnshi tukagira amadĭdāne kukó inkurú z'îmvâhó batabá barazidútôhōreza ngo zijé ahabóna.

Ku vyó twăkūye mw'ītōhōza, batubwīra nêza kó wāmûka mu ntărá y'Úbutūtsi ku mūntu yĭtwa GIPFŪMPFU. Twîhwēje igití ndôndamvyâro băshoboye kutúbwīra dusāngá uwó bĭse sêkúru wā mbere w'Ábapfūmpfu yôba yabâyehó nkó mu kīnjana cā cúmi n'índwi.

### 2.3.2. Izína n'însígūro yâryo

Umuryāngo w'Ábapfūmpfu twătōhōje kó uri mu yĭndi itāri bwâ kórwekó itōhōza aríko wēmérwa kó ubahó mu Burŭndi. Nk'ûkó izína ry'úmuryāngo rishobóra kugira amâmūko ku bīntu bitāndukānye nk'ákarêré, igití, urûzi, izína rîndi ry'úmūntu wa kêra, ku gikôkó, n'íbĭndi bitarí biké.

Ku băduhāye inkurú harí abăshoboye kutúbwīra îdó n'îdo ry'āmâmūko y'īzína ryâbo.

Nk'ûkó umutāma NTĀBŬNDI Zacharie avuga kó iryo zína ryāmûka ku mukĕcuru wa kĕra, ngo aho hāmbere abakĕcuru bări báhāmbāye, uwavyâye abahŭngu bĕnshi akōngera akazígama urugó yarárōnka akazína k'úbutŏre. Uwo mukĕcuru na wé yĭtwa INAGIPFŪMPFU, kukó yagwîjije abahŭngu akōngera akazígama urugó. Abămukomōtsekó bŏse ngo băcīye bîtwa Abapfūmpfu.

Aha ikibázo gicá kíguma kigaruka ku banyamuryāngo no ku Barŭndi bŏse. Ko tūzí urugó arí babiri, umwâna mu Burŭndi akītirirwa umuryāngo w'í būsé, nătwe twăgumanye amakēnga kukó uwo mutângankurú yătubwīye uwo munyôkúru wa kĕra bakomôkakó mugábo atăshoboye kutúbwira izína ry'ŭwo musôkúru ari wé mugabo w'ŭwo munyôkúru INAGIPFŪMPFU.

Ku bāndi băgīye baradúha inkurú, mu mw'îdōndoro wâbo hari abăshobora gushika kurí RUPFŪMPFU, GIPFŪMPFU, SEGIPFŪMPFU, twîhwēje ayo mazína yŏse dusānga básāngiye umusêkúru gusa bívānye n'ímigēnzo y'Ábarŭndi yó kutávuga uwăbo yapfûye ngo kwōba arí ukwĭcurīra. Vyôngeye Abapfūmpfu bărasânzāye ntibakiba ahó băkomōtse ngó bashobóre kuvúga cânké bērékane nêza urugó rw'úmusêkúru wa kêra bakomôkáko. Aho rēró ntitwăcīye túrera amabóko twăcīye tugira irĭndi tōhōza ku bāntu bakomôka ahó uwo muryāngo wāmûka

kugíra dutōré amâmūko y'ízína ry'úmuryāngo kūmburé vyări kubá vyīzá túhashitse aríko uburyó n'úmwănya ntibitwŏrohereza. Umutāma MBOGÓYE François w'í Matána mu ntăra ya butūtsi arího bĕnshi bătubwīye kó bakomôka mw'ījāmbo yashíkirije akōngera akanăndika kw'īgenekerezo ryā 12/Múkakaro/1998. Mu mwîdōndōro wîwé ashika kurí GIPFŪMPFU.

Dúfatiye kurí iyo myîdōndōro ya KAMENYI François, NSABIMÂNA Evariste, MBOGÓYE François twăshoboye gutôra izína rimwé bakomôká ko, ari ryó GIPFŪMPFU.

### 2.3.3. Icîvugo c'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu

Kuva kĕra Abarŭndi bămye bákūnda kwîvuga mu bihe nó mu bibănza bitāndúkānye. Ivyo umūntu akaba yábikora kugíra ngo abamwûmva bamumenyé uwó arí wé, bamenyé icó yamáze cânké icărānze umuryāngo wîwé. Icîvugo căvuga ububângutsi, amanyáma, icó umūntu yānká n'îcó akūndá mberé rimwé na rímwe agashiramwó n'îtêrabwôba kugíra n'úwurí kū nzira yîwé akīnjûre na cānecâne ashobóre kurêngāna.

Ivyo vyöse bigahūrira kĕnshi ku karângamútima k'úmuryāngo, nk'ígihe bavyĭhaya böse bigacīka icîvugo ndângamuryāngo. Akĕnshi wûmvírije usānga kĕnshi ivyîvugo vyĭnshi bítāngurwa n'útujāmbo nka: jēwé uwá bānāka, jēwé umwâna w'ábakí, turi banyakugira gúrtya, n'íbĭndi. Kurí ivyó umutāma NTĀBŬNDI Zacharie atubwīra kó Abapfūmpfu bo kwa SÊMUHÁRI bīvuga bati: "Abahāre badaharíra umwâna w'úwŭndi". Arasígūra ico cîvugo câbo kó căva ku kŭntu băkumīra abăndi. Nk'ákarorero abahútu bărabashíkanira na bó bakabagabira, abăndi bărabatînya kukó batăbasomya kubêra atā nká bări báfise. Umuryāngo w'Ábahânda băbāna bări bárwāye imibêmbe ntibăbēgēra aríko hagatí mu muryāngo bărakûndana uwurwâje umwâna băramuhá inká ikamwá iyó atayisănganywe. Icó cîvugo rēró NTĀBŬNDI Zacharie wó mu KAYŌYA murí zone MUGŌNGO atubwîye cērekana imicó mibí kanátsīnda Abarŭndi bărayamáze bati:« ntā mwônga uburá isáto iba idáhīzwe» kăndi « ntā vyĕra ngo dé ». Ico cîvugo kirêrekana ubugŭnge, umubâno mubí nâhó atarí ivyâ böse.

BAHONYÓYE Simŏn wó i BUTÂGÂZWA murí zone MUGŌNGO Umupfūmpfu wó kwā SÊMUHÁRI avuga ati icîvugo câcu n'îki: «Abahāre baburá icó bahará bakîharanirá». Ni ukuvúga kó arí abāntu bakūndá kubûrana mugábo bôbo ntibashākā umūntu abajá hagatí, babimarira mu muryāngo kăndi ngo ntawăkira indishí ya mugēnziwé cânké umubānyi.

NOBÉTSE Zacharie w'í MWÛRÁ murí zŏne MUGŌNGO na wé nyéne basa n'ábavúga kumwé na BAHONYÓYE Simŏn avuga ati:« Abaharí bó kwa SÊMUHARÍ, baburá icó baharā

bakîharanira» akabisigūra gúrtya ni ijāmbo ry'úbuhizi, n'ábāntu bafisé ishaka bakîharanira mugábo ntibăshāke umūntu abacámwó, barânka insāngirizi.

BIGIRINDĀVYI Antoine ati: «Bīvuga amabêri y'ínká» Ico cîvugo akagisāngira na MBĀYAHĂGA Côme na GAHŪNGÚCyrille.

KAMENYI François mu cîvugo cîwé "Umuhíma w'Úmupfūmpfu nî yó akamyé amatá ntasēséka"aragísigūra ati: ko ico cîvugo cǎvūye ku kuvuruganya amatá, Umupfūmpfu yarí umukámyi yakórēsha amabóko yöse, icǎkūnze kíri mu maví.

Ibi vyîvugo vyā BIGIRINDĀVYI Antoine, KAMENYI François, na MBĀYAHĂGA Côme birêrekana nêza ubukérebutsi bǎri báfise mu mwūga wâbo wó gukáma.

GAHŪNGÚ Arthémon na wé ati: «bǐrahira NYÉNAMÁ cânké KARABÔNA». N'úkuvúga kó NYÉNAMÁ na KARABÔNA bǎri bârabagábiye. Kuva kêra na rīndi yǎmye yîhaya cânké akîvuga uwamúgabiye (uwamúhāye).

Túgerageje rēró gusóbānura mu vyó bǎgīye baratúbwīra kugíra dukūrémwó icîvugo rusǎngi ndāngamuryāngo, dusānga atá kirihó bahūríráko böse n'ûbwó abatári baké bashobórá kuba báhūriza kurí kimwé gishoborá kubá câvuzwe n'úmūntu umwé mu muryāngo böse bagaca báguma bákivuga. Umurǔndi wëse yaráshobora kwîvuga cânké nkûkó babivugá n'úkwîyaga uwamúhāye urwârwá rúmushitse; yǐshōngora atâshe kugíra yīmáre ubwôba umūntu cânké inyamâswa bikīnjûre yīrêngānire.

### 2.3.4. Inkómōko y'Ábapfūmpfu batūye murí komǐne Mugōngo-Mānga

Umuryāngo w'Ábapfūmpfu twǐpfūje kumenya ivyǎwurānze dúfatiye ku vyǎnditswe n'ábatānguye kudúshirira ahabóna ibijânye n'imiryāngo, ntaho twǎshoboye kubitōra na hámwe; urétse kó harí murí bimwê bimwé dushobóra gutôra izína ryônyené. Ni yó mpǎmvu yatúmye twîpfūza kubíbaza abakurambere bōbá bábīzi kugíra ngo bíshobotse kubóneka vyāndíkwe bíkūnze bibé inkábuzo y'áyǎndi matōhōza anarúsha aha agashika ahó twēbwé tutǎshoboye kugera. Ivyó rēró tujá turatânga háno murí kíno gikorwá ní ivyǎsārūwe mw'ītōhōza bícīye mū nkurú zitāndúkānye twǎgīye dúhābwa n'ábǎtwēmereye kuzíduhá.

Twîhwēje rēró inyishú bǎgīye baratānga, abĕnshi, barahûriza ku cîyumvīro c'ûkó amāmūko y'Ábapfūmpfu arí mū ntǎra kāmá ya BUTŪTSI, bamwêbamwé bakadóma urutoki ahó bāmûka murí komǐne MATÁNA ku MUGANO, komǐne MATÁNA mu BUTWÉ, komǐne SŌNGA mu RUMEZÁ,mu BUTŪTSI i GITÉGA, i BURURÍ, mu kuhîmuka bikaba vyǎtēwe n'úguhūnga

intwăro mbí y'ábatwăre bări bahárōngōye abăndi bakaba bîmutse bárōndera kwâgukirwa mu buragiro bw'înká.

Ni kuva ico gihe bamwé băcīye bátāngura kugerēra mū ntârá zitāndúkānye hárímwo na MUGŌNGO-MĀNGA irí mū ntârá kāmá y'ÚMUGĂMBA. Mw'ītōhōza twăkoze umwé wĕse yagîye aratúbwīra umusêkúruza wa kĕra yĭmutse ubwā mbere. Abăduhāye inkurú nká bŏse băhūrira kwa sêkúruza ku rugero rugirá gatatu aríwe GISHĬHA wa RUVŪNGANA, MBĀYAHĂGA Konsíma wa BWĀKĪRA Rinon wa SÊRUBĒYA Ntŏni wa MÍHÔSHO wa RUBŌNDO wa GISHĬHA avuga ati: «RUBŌNDO ni wé yajé avá i MATÁNA n'ábahúngu bîwé babiri bashikira kugerēra ku KIGANO mu gacimbiri KABUYE. RUBŌNDO yagerēreye ahacīye hába umuhŭngu wîwé mutôyí RUVYĀGIRA, ubu hába SAYŬMWE n'ábahŭngu bîwé kukó umuhŭngu wîwé mukurú MIHÔSHO yagérēreye ku w'ÎNGWÁ ngo bōba bâzanywe n'ámaragiro y'înká yāgútse. RUBŌNDO n'ábahŭngu bîwé bōba bâzananye na RUTAMĀNZURA aca agerēra mu KAGĒNDO».

GAHŪNGÚ Arthémon wa YAKÂNA Simon wa BĀMBONEYÉHO Piyó wa BARAVÚGA wa RUMŌNGE wa MÁGUME wa BITĪMBA wa GISHĬHA ngo RUMŌNGE yĭmutse ava i BURÚRI yĭmutse kurí Mwêzi GISĀBO kubêra amatōngo y'ínká. NIYÓNZIMA Victor mwĕne BIRAGUMA wa NTÁBANGĪRA wa MUHINI wa RUMŌNGE wa MAGUME wa BITĪMBA wa GISHĬHA avuga kó MUHÍNI yajé avá i MATÁNA yōba yázananye na sé wîwé RUMŌNGE azánywe n'ámaragiro y'înká yagérerēye ubwā mbere i MWÛRÁ.

Mu băduhāye inkúru kíretse KAMENYI François, sĕkúruza wâbo yakómōka I GISÓZI i NYAMIYAGA, uyo na wé akaba yîtwa RUTĒKEREZA yajé arí umukámyi mu Banyákarama kwā NDAYÍZIGAMYE bakamushīma kó akamá nêzá, NDAYIZÍGAMYE aca aramwûbakira amuha n'úmugeni mu bakŏbwa bîwé.

Amâmūko y'Ábapfūmpfu dusānga arí mu ntârá ya BUTŪTSI igizwé n'ámakomĭne akwiríkira: MATÁNA, SŌNGA, BURURÍ, RUTOVU, VYĀNDA, RYĀNSORO murí izo komĭne zĭne kurí zitāndátu zāvuzwé, dúfatiye kubăgīye baratânga inkurú twōsānga n'îzó twībáza ko zităvuzwe zírimwó.

### 2.3.5. Inkómōko y'ímiryāngo y'ábătānze inkurú zijănye n'íbibázo vy'ítōhōza

Abăgīye baratânga inkurú bōse, nk'ûkó twămaze kubívuga imbere bāmūka mu muryāngo w'Ábapfūmpfu abo na bó ni abakurāmbere barēnza imyâka mirōngo itāndátu băbōnye kăndi bâbānye n'ábāsêkúru n'ábāsêkúruza bâbo bakabácīra kâ kaganí kó ku zîko. Abatângankurú b'ábanyamuryāngo bavuga kó amâmūko arí mū ntârá kāmá ya BUTŪTSI ahó usāngá amakomīne mĕnshi arí ayó mu ntârá y'ŭbu ya BÚRURÍ (VYĀNDA, MATÁNA, RUTOVU, BURURÍ, SŌNGA) na RYĀNSORO, ikomīne irí mū ntârá y'ŭbu ya GITÉGA.

Nkā MBĀYAHĂGA Konsíma avuga ati sé wîwé BWĀKĪRA Rinon wā SÊRUBĒYA Ntŏni wa MIHÔSHO arí wé sêkúruza ngo ni wé yatânguye kugerēra mu KABUYE ngo yashítse agerēra ku w'îngwá avûye i MATÁNA.

GAHŪNGŲ Missius mwĕne RUTAMUCÊRU wa MURASUKA wa RUVYĀGIRA avuga ati RUVYĀGIRA niwé yatânguye kugerēra mu KABUYE urugo rwîwé rwări ku KIGANO aharí urugó rwā SAYŬMWE, yazánanye na múkuruwé MIHÔSHO bavūye i MATÁNA.

BINWA Antoine mwĕne NTAHONZIGÁMIYE wa RŪJE wa BIKEBĀNUKA wa RUBĪNDA rwa MÁGUME wa BITĪMBA, we yīvugira ati twăje túva mu KABUYE dúhūnga intwâro mbí z'ábatwăre mu KABUYE hătwāra RUGĂNDA twăhūngiye i KIYĔNZI ku mutŭmba GÍSHŪBI hătwāra SIMBABÁWE dusānga arakīnda, duca tuva ahó mu ntârá ya MURĀMVYA, NTAHONZIGÁMIYE asaba NYANÁMA aríwe NYÉNAMÁ bavuga bitabu vya kăhise abaha itōngo ry'í GISĔNYI NTAHONZIGÁMIYE aca atanga inká, umutóni wó kwā NYÉNAMÁ yîtwá NTIRWĪHÍSHA ararimushikiriza.

KAMENYI François wa MITAGATO wa MPABŪYE wa RUTĒKEREZA rwa NDŌNSE wa RUHÍSO rwa GIPFŪMPFU avuga kó umusêkúru wā mbere yĭmukiye ahó babá ubu ni RUTĒKEREZA yáje ari umukámyi, aresha umugoré wó mu Banyákaráma kwā NDAYÍZIGAMYE yarí yajé nk'úmukózi, mu nyuma NDAYÍZIGAMYE aramugomwa aramugabira. Kubera kó yakamá nêzá, aramwîyégereza, aramwûbakira, amuha umugeni mu bakŏbwa bĭwe, aca avyāra abo băndi bōse.

Aho ubwā mbere yashíkiye ni ku GASURÚ, ahó havûye ku Banyákaráma, ku rubará yahásavye umugánwa NYÉNAMÁ, ku mutwăre MAFÛNI. RUTĒKEREZA yagérēreye ku GASURÚ avûye i NYAMIYAGA, i GISÓZI.

NTĀBŬNDI Zacharie wa NDINUBWÔBA Edward wa NTĪBÍNYAGIRO Rinon wa RUHORANA wa SÊMUHÁRI avuga ati uwahágerēreye ubwā mbere ni SÊMUHÁRI yajé ava mu RUMEZÁ bătānguye kugerēra i MURŪNGA hānyuma hacīye igihe gitó baca bīmukira mu misózi yāgútse bĭmutse kubêra ukutîhânganira intwâro yarí ihári n'ámanyáma yarimwó, SÊMUHÁRI yĭmutse mu RUMÉZA komĭne SŌNGA.

BIGIRINDĀVYI Ntŏni mwĕne NTIRWĪNYÉGEZA wa MASUKÛRE wa RUHORANA wa GASHĬHA na wé avuga yûkó ku gacīmbiri NYARUYIRA ku mutŭmba wa BÚTAGĀZWA hătānguye kugērerera NTIRWĪNYÉGEZA Charles na GITABU André băhasohorewe na sé MASUKÛRE yahágabanye kwa NYÉNAMÁ. Kĕra băba i SHĒNGERO, atubwīrakó bakomôka mu BWĒRO ni hó harwīríye Abapfūmpfu ntadushíkirakó nêzá uwĭmutse ubwā mbere.

BAHONYÓYE Simon mwĕne GATWÂKAZI Ndéreyá wa MUSHAKĂRI wa NYAMUJA wa RUBŌNDO wa SÊMUHĀRI wa GISHĬHA wa BIRIRINKŌRÉKURUTARO avuga ati bĭmutse báva mu BUTŪTSI, umu sêkúruza yajé ari umucúzi asānga hári amashāmba maníni aca agumahó.

NOBÉTSE Zacharie mwĕne NOBÉTSE Gabriel wa MASUKÛRE wa RUHORANA mwĕne SÊMUHÁRI avuga ati twăje túva mu BUTŪTSI. SÊMUHÁRI yĭmutse mu BUTŪTSI, ashikira mw'ītōngo ryó mu KABUYE, i MUHWĔZA, ku w'ÍKIRARÍ, kw'ĪBÂNDAGURO, NYABUTŪTSI, aho hŏse yagîye araháshira abakényezi atāhíra; yajé arôndera amatōngo yāgútse.

NSABIMÂNA Evariste wa KÂMUTWÁ Daniel wa NDÎYUNZŪYE wa RUMŌNGE avuga kó uwĭmutse ubwā mbere arí RUMŌNGE yajé avá i MATÁNA ku MUGANO, icătumye yîmuka ntaco azí.

NOBETSE Zacharie mwĕne NOBETSE Gabriel wa MASUKÛRE wa RUHORANA mwĕne SÊMUHARÍ avuga ati twĭmutse túva mu BUTŪTSI. Uwĭmutse ubwā mbere ni SÊMUHARÍ yashíkiye mu KABUYE, hānyuma MUHWĔZA, ku w'ÍKIRARÍ, kw' ĪBÂNDAGURO i NYABŪTSI, aho hŏse yagîye araháshira abakényezi aca aja aratahíra, ngo yajé arôndera amatōngo yāgútse.

NSABIMÂNA Evariste wa KÂMUTWÁ Daniel wa NDÎYUNZŪYE wa RUMŌNGE avuga kó uwĭmutse ubwā mbere arí RUMŌNGE yáje ava i MATÁNA ku MUGANO icătumye yîmuka ngo ntaco yashóboye kumenya.

Abanyamuryāngo b'Ábapfūmpfu bătānze inkurú nka böse babá murí komĭne MUGŌNGO-MĀNGA abĕnshi bavuga yûkó amâmūko yâbo arí mu ntârá kāmá ya BUTŪTSI. Ahó tukahatōra iyó tugeréranije ibití ndôndamvyâro vyâbo hari abatabá bâshóboye kudônda bâsêkúru kugeza ku rugero rwó hējuru aríko abăndi ugasānga umurōngo wâbo watôranye n'úwŭndi. Kĕnshi tugasāngamwó ubucúti bw'ámaráso nabó nyéne bātāzi nk'ûkó mushobóra kuvyîbónera mutēreje akajîsho mū mpéra z'ĭki gitabu aharí ibití ndôndamvyâro.

## 2.3.6. Ibivúgwa ku yĭndi mihîngo Abapfūmpfu bagerêreyemwó n'íkibárānga

Ku bijânye n'ímihîngo umuryāngo w'Ábapfūmpfu urímwo urétse iyakórewemwó itōhōza si myĭnshi umūntu afátiye kuvyăvūye mu bătānze inkurú. Dufátiye ku vyăsomwe nta nkurú nyĭnshi twăhakūye kukó NTAHOKAJA mu gitabu cîwé c'ímicó n'ímigēnzo dusangamwó izína ry'úmuryāngo gusa.

Dusānzwe tûzi kó imiryāngo myĭnshi mu Burŭndi yagîye irîmuka ivá aha ijá ahăndi nk'ûkú umukurambere MBOGÓYE François akomôka mu yĭndi mihîngo ni ukuvúga murí komĭne MATÁNA mu ntârá kāmá ya BUTŪTSI avúga ati: «MPŪNDANO Patrice, RUGŪNDANYA na MÚHEHE abo băragerageza gufáta urugēndo bakamara imănza z'úmuryāngo kubăgīye baracîkira, ivyo si igităngāza kukó iyó bagumá mu kibănza kímwé ntibări kuhákwīgwa arōngera ati: bandānye nyăbuna barōndere ahó babá»

MBOGÓYE François wa MÚNENĒRO wa RUKWĪRWA wa BAGĀNĪRA wa RUTWĂRE wa KAGABO wa KARIBWĂMI wa KÂNĀKA wa KANYOTA wa KÔTSI wa GIPFŪMPFU arabāndānya kubátēra integé ngo bagume bárōndera ahó babá bāgúkirwe abícīshije murí wá mugáni w'Ábarŭndi ngo:«Akanyoni katagurútse ntikamenyá iyó bwēzé», igikurú n'ûkó böse bakomôka kurí GIPFŪMPFU. Igikénewe ni ukó böse bōjá barahûra bakagira amanâma abahŭza mu kugēnderanira nó mu gufáshānya. Vyôngeye ntâ muryāngo tuboná wīhárije akarêré wāma usānga hári imiryāngo bēgéranye cânké ibakĭkūje bagasāngira akarêré, ivyó si agasesēshwa rumuri ni ivyó twĭboneye n'ámâso yâcu. Imvo zăbatuma bîmuka zări nyĭnshi. Hări abĭmuka kubêra ingwāno, kurōndera uburagiro bwāgútse, guhîga isí imerá, guhūnga intwâro y'ágakāndamizo y'ábatwăre n'íbĭndi. Uko kwîmuka ntāngōrane kwăbatēra kukó kĕra imisózi yarágaragara ntā bāntu barí báyirikó.

Uwasába umutwăre cānké umugánwa yarámukébera umusózi akaja arîsitira. Ni nayó mvo yatúma bĕnshi báhitamwó kwîyimukira ahó gufyōndera kū ngōrane băba báfise mu mibâno ya mĭsi yöse.

Umuryāngo w'Ábapfūmpfu watânguye ahaníni kwîmuka úva ku mâmūko yâwo ubítēwe n'úkwâgirwa mu matōngo nk'ûkó MBOGÓYE François yabíshikirije.

Mw'ījāmbo ryîwé mu mŭsi mukurú w'úmuryāngo uwo na wé agakomōka mu mâmūko y'Ábapfūmpfu.

Ikĭndi hari abĭmutse kubêra intwâro mbí z'ábatwăre. Umuryāngo w'Ábapfūmpfu twătōhōjekó hari bā sêkúruza bădōndōwe mu bití ndôndamvyâro aríko tútăbōnyé amashámi abamûkakó. Kuva ku rugero rugirá kabiri uvûye kurí GIPFŪMPFU, BIRĪNKÔRÉKURUTARO avyâra RUVŪNGANA akavyāra GISHĬHA gushika aho usānga harí umurōngo umwé.

Nôné aho umūntu aca yîbaza yûkó bōbá băgīye bávyāra umwâna umwûmwé? Bōba bátărōndōtse? Nîmbá bâragwîriye ababâmūkakó bari hehé? Nīmbá báribó bōba bácītwa Abapfūmpfu? Ivyo ni vyó twăsigaranye inyôta yâvyo twīfūza kó vyōkwīgwá bikaja ahabóna kūmbure hari imiryāngo twītá mitó kăndi yarágwîriye cânké yágīye irîtēra mu yĭndi.

Abătānze ivyîyumvīro băratubwîye kó Abapfūmpfu harí abarí mu ntârá y' UBUTŪTSI mu makomĭne akwiríkira: VYĀNDA, MATÁNA, BURURÍ, SŌNGA, RUTOVU na RYĀNSORO, mu ntârá ya MUGĂMBA, Abapfūmpfu tubasānga murí komĭne GISÓZI i NYAMIYAGA. Abăgīye barîmuka barōndera amaragiro y'înká. Abăndi bagīye bábasāngayó kubêra isharí mu miryāngo kukó umūntu yăma arângirwa n'ûwîwé. Uwĭmutse yarôndera kwîyegereza mwĕne nyina ngo amubĕre umuzimyamuriro rugatīnda rukaba urukwĕgane. Nka NTAHONZIGÁMIYE wa RŪJE wa BIKEBĀNUKA wa RUBĪNDA wa BITĪMBA yăngājwe n'întwâro mbí ya RUGĂNDA mu KABUYE aca ahūngira i GISHÛBI, i KIYĒNZI mu ntârá ya MURĀMVYA asānga umutwăre SIMBABÁWE arakīnda, NTAHONZIGÁMIYE aca aja kwîsabira itōngo NYÉNAMÁ umusózi wa GISĔNYI aca atumakó mwĕnewâbo BĀGAZWE yarí yásigaye i GISHÛBI aramúha itōngo kugíra ntăbe inyákamwe.

Ku bijânye n'ímicó bīhárije, turâzi kó umūntu ashobóra guhīnduka mū ngiro n'íngēndo vyîwé bívānye n'ígihe, ahāntu hamwé n'íbimukĭkije. Inyîfato rēró y'ábanyágihúgu bó mū ntârá kānākā usānga itândukānye. Nk'ákarorero uwĭmutse avûye mū ntârá kamá y'Úmugămba agîye mū ntârá kāmá y'ímbo abwīrizwa vyânka bíkūnda guhīndura ibīntu nka vyöse yába imvúgo n'íngēndo ya mîsi yöse. Nōnehó Abarŭndi bōba bári mu bāntu bāzí kwîshushānya bítabagôye n'ábasăngwa ăhó bīmúkiye.

Abapfũmpfu rẽró bǐmukiye murí iyo mihîngo yǐndi bavuga kó ata kiníni băhĩnduye kukó ngo băsãnze atâ bãntu bahabá, iyǐndi miryãngo yagîye irãza ibásãngahó. Imiryãngo yabásãnzehó ntaco yabahĩnduye mu micó nó mu migẽnzo yâbo.

### 2.3.7. Ibisatá vy'úmuryãngo y'Ábapfũmpfu

Túvuze igisatá c'úmuryãngo tuba dúshãtse kuvúga umurõngo w'îngéne băgĩye baravyârana kuva kurí bã sêkúruza bó hẽjuru bagishobóra kwĩbuka kumanuka kugeza ku bã vúba bakirího. Aho kăndi twõmenya kó mu Burŭndi izína ry'úmuryãngo rihẽrérekanwa rícĩye ibũsé nk'ûkó Michel PANOFF na PERRIN babisigûra ugutôrana izína ry'úmuryãngo bakavuga bati: «Ugutôrana ni ingĩngo itegéka kó umũntu wẽse ategérezwa gutôrana ibijânye n'úmuryãngo wîwé na cãnecâne izína ry'úmuryãngo kurí sé na wé akabikũra kurí sé kugera hẽjuru»[15]

Nk'ûkó twăbibwĩwe kăndi twăbivuze mũ ntângo umuryãngo w'Ábapfũmpfu urâgutse nkó mw'ĩkómǐne ya Mugõngo-Mãnga twăgizemwó itõhõza, dusãnga hári uducĩmbiri wĩhárije atâ n'ábăndi babavănze nk'ákarorero agacĩmbiri KABUYE ntã mũntu w'úwŭndi muryãngo babãná, KAGẼNDO nahõne ntãwubávãnze, ku mutŭmba MWŨRÁ agacĩmbiri TYÂZO usãnga abĕnshi arí Abapfũmpfu. Dúfatiye ku bakurambere twăbajije umũntu arashóbora kumenya Abapfũmpfu bõse baba murí komǐne Mugõngo-Mãnga aríko ikomǐne nintó kubári mu ntârá zõse.

Twîshimikije ibimáze kwãndikwa ku miryãngo yó mu Burŭndi hamwé n'îvyó twăkũye mw'ĩtõhõza ntã na hámwe bǐgeze bátubwĩra ibisáta vy'Ábapfũmpfu, ahăndi hó twõba túrikó turahuguza. Ivyó dushobóra kubóna gusa ní ibishitsí vyãbã sêkúruza. Nkó mu gacĩmbiri NYAMUGÁRI, zõne KÂNKÍMA agacĩmbiri KABUYE hari ABAHÔSHO n' ÁBAVYÃGIRA n'úkuvúga abavûka kwã MÍHÔSHO n'ábavûka kwã RUVYÃGIRA. Umwâna atânguye gucá ubwênge aramenya kwávûka mu BAHÔSHO cãnké mu BAVYÃGIRA. Abasêkúruza MIHÔSHO na RUVYÃGIRA n'abahŭngu bã RUBÕNDO n'úkuvúga kó bămaze kwîcamwó kubiri ntitwõvyĩta ibisáta kukó ntirâba imiryãngo miníni cânké kũmbúre mu mǐsi izá bámaze kugwĩra izõhava yîtwa imiryãngo ikomôka ku Bapfũmpfu. NTÃBŬNDI Zacharie avuga kó umuryãngo w'Ábapfũmpfu atã bisáta ugirá kubêra imiryãngo yagîye iratândukãna vyăratúmye hatabá ibisáta, abo yĩtá ibisáta nabó kwã SÁRŬMBARE, BAGAZWE na NTABANGÎRA abo ngo cõba arí ishámi ryo kwa MÁGUME, ikĭndi gisáta ngo nicó Abahorana. Ibishítsi twẽbwe tuboná bikurúbíkuru vy'úmuryãngo w'Ábapfũmpfu ni bitãnu ni:

---

[15] PANOFF M. et PERRIN M. *Dictionnaire de l'Ethnologie, petite bibliothèque.* Paris, Payot, 1973. p.104. «(...) Une règle qui décide que toute individu recevra automatiquement de son père les principaux éléments d e son statut et notamment qu'il appartiendra au même groupede filiation que son père et le père de son père.»

ngo cōba arí ishámi ryo kwa MÁGUME, ikĭndi gisáta ngo nicó Abahorana. Ibishítsi twēbwe tuboná bikurúbíkuru vy'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu ni bitānu ni:

SÊMUHÁRI, RUBŌNDO, BITĪMBA, SENARI, RUTĒKEREZA.

Kurí ivyo bishitsí bitānu hāmūkakó amashámi cúmi, Mū nda kwā SÊMUHÁRI bané: RUHORANA, NYAMUCA, BUHĀNDA, RUBÓRE.

Mū nda kwa RUBŌNDO babiri: MIHÔSHO na RUVYĀGIRA.

Mū nda kwa BITĪMBA umwé: MAGÚME.

Mū nda kwa RUTĒKEREZA umwé: MPABŪYE.

Mū nda kwa SÊNĀRI babiri: SÊGITUKURÍ, NKOMATI.

Abo böse arí amashámi y'úmuryāngo aríko bitōkwītwa ibisáta.

### 2.3.8. Ingéne Abapfūmpfu băgeze mu mihîngo ya Mugōngo-Mānga n'ígihe băhagera

Twāri twâmaze kuvúga mū mpápuro zā mbere yûkó Abapfūmpfu babá mw'īkómĭne ya Mugōngo-Mānga bakomôka mū ntârá kāma ya BUTŪTSI murí aya makómĭne: VYĀNDA, BURURÍ, MATÁNA, RUTOVU, SŌNGA, RYĀNSORO na GISÓZI irí mū ntârá kāmá ya MUGĂMBA.

Ku kibázo c'îngéne băhashitse dusānga bitōróshe kurōnka. Dúfatiye kū nkurú băgīye baratânga umūntu yōmenya igihe băshikiye i Mugōngo-Mānga kukó abĕnshi barībuka abatwăre băhatwāra cânké abagánwa kū mvo zibiri: iyā mbere kukó abatwăre băbatōteje canke băbagabiye amatōngo canke inká. Nka BIGIRINDĀVYI Antoine ku mutŭmba wa BUTÂGÂZWA bătānguye kuwugerērakó, mu gacīmbiri NYARUYIRA mu 1942, hări ku muganwa NYÉNAMÁ, ku mutwăre MANERWÁ. Aho băhāje bávūye i SHĒNGERO ahó sêkúru yashíkiye.

NTABŬNDI Zacharie ati : « SÊMUHÁRI ni wé yajé avá mu RUMEZÁ yatânguye kugerēra i MURŪNGA murí zŏne JĔNDA hānyuma hácīye igihe gitó aca arîmuka yoba yáje mū mpéra y'íkīnjana cā cúmi n'úmunāni azánanye n'Ábanyákaráma hări kurí Mutâga wa káne yamáze imyâka cúmi n'ĭtānu kū ngoma yā cămi. Băje bukêbuké, ahó bashitsé bakabānza bakīcara bakarābakó aho hāntu bahashobóra kuhába».

GAHŪNGÚ Arthémon na wé ati: «Bavuga kó băje báva i BURURÍ, yĭmutse kubêra amatōngo y'înká.Yajé kurí Mwêzi GISĀBO ku mugánwa NYÉNAMÁ, umutwăre BARUSASIYEKÓ ».

BAHONYÓYE Simŏni avuga ati: «Abapfūmpfu băje bátēmbēra basānga ahāntu harí amashāmba baca barahába bări bavūye mu BUTŪTSI. Uwatânguye kugerēra ahó babá ubu ni RUGĂNDA».

Aho ku mutŭmba wa BUTÂGÂZWA ku gacīmbiri Mwūmba GATWÂKAZI yahásavye NYÉNAMÁ aca amujāna i Bwămi kukó cări icări c'úmwămi aca aragabana. Hări kurí MWĀMBUTSA BĀNGIRICÊNGE yarí akíri mu mutôyi.

Umūntu yîhwēje ivyó băgīye baravúga Abapfūmpfu bōba băshitse i Mugōngo-Mānga mū mpéra y'íkīnjāna cā cúmi n'úmunăni, mū ntângo y'íkīnjana cā cúmi n'ícĕnda.

### 2.3.9. Ishushānyo ry'îngéne Abapfūmpfu băgīye barîmuka n'ínzira băfashe

| Izína ry'úwatânguye kwĭmuka | Intârá yavûyemwó Kĕra / Ubu | Intârá yagérēreyemwó Kĕra / Ubu / Umwâka |
|---|---|---|
| 1. MIHÔSHO | BUTŪTSI/ BURURÍ | MUGĂMBA /BUJŪMBURA / ±1887 |
| 2. RUVYĀGIRA | BUTŪTSI / BURURÍ | MUGĂMBA / BUJŪMBURA// ± 1887 |
| 3. RUTAMĀNZURA | BUTŪTSI / BURURÍ | MUGĂMBA / BUJŪMBURA / ±1887 |
| 4. RUMŌNGE | BUTŪTSI / GITÉGA | MUGĂMBA / BUJŪMBURA / ± 1824 |
| 5. RUHORANA | BUTŪTSI / BURURÍ | MUGĂMBA / BUJŪMBURA / ±1850 |
| 6. RUTĒKEREZA | MUGĂMBA / MWÂRO | MUGĂMBA / BUJŪMBURA / ±1850 |
| 7. SÊMUHÁRI | BUTŪTSI / BURURÍ | MUGĂMBA / BUJŪMBURA / ± 1850 |
| 8. NTAHONZIGÁMIYE | MUGĂMBA / MURĀMVYA | MUGĂMBA / BUJŪMBURA / ±1938 |

Ibi tubibona mw'īkárāta irí mū mpéra z'ígitabu.

Iki gishushānyo cērekana inzira zăgiye zífatwa mu kwĭmuka n'îzína ry'úwĭtāngiye imbere abăndi.

### 2.3.10. Igwīrirana ry'Ábapfūmpfu n'îngene băgīye barîyunga

Kū nsígūro y'úkugwīrirana ku muryāngo twūmva twĕse ni ūkó ugēnda uravyârana, aba bakavyāra abăndi bagashika ahó barwīrá bagashwîragira intârá zöse. Aho na hó haca hâza ubwā mbere itégeko ritwĭbutsa yûkó izína ry'úmuryāngo rihērérekanwa bícīye ku mugabo.

Nk'ûkó abānditsi n'ábătānze inkurú bavyĕmeza mu Burŭndi, umukôbwa iyó agīyé kwûbaka, yīyambura izína ry'úmuryāngo w'íbūsé agatōra izína ry'úmuryāngo w'úmugabo wîwé. Iyó asāzíye iwăbo, agumana izína ry'úmuryāngo w'ábavyêyi bîwé. Igwīrirana ry'úmuryāngo kăndi birashóboka kó ridahera cāne bívānye n'îngéne abawâmūkakó băgīye baracîkira mu zĭndi ntârá bagahava báhīndura n'ízína ry'úmuryāngo wâbo bíturutse kū mpămvu zitāndúkānye. Izo mvo zishobora kubá arí iz'úmutêkāno wâbo cânké ibĭndi.

Ivyo bīntu vy'íhīndura ry'úmuryāngo birí mu vyó tugifitíye inyôta bitarĭgwa ngo bijé ahabóna. Nk'ûkó twāri twâbivúze nó murí uyu muryāngo w'Abapfūmpfu hari ingīngo z'íbití ndôndamvyâro umūntu atăshoboye kumenya amashámi yâbo ataco abatânganku rú bĭgeze bábitubwīrakó. Tukabona nêzá kó abo bāntu tutōvuga kó batărondōtse cânké ngo bavyāre umwûmwé, ukó băgīye baravyârana ku gití ndôndamvyâro câbo. Umuryāngo w'Ábapfūmpfu rēró có kimwé n'íyĭndi miryāngo imwîmwé yó mu Burŭndi, wagîye urarwīrirana bukêbuké aríko wahávūye ubá umuryāngo wāgútse kukó tubasānga mu mihîngo itarí miké mu Burŭndi.

### 2.3.11. Ibishitsí n'ámashámi vyā bā sêkúru

Túvuze ibishitsí aha murí iki gikorwá tuba dúshāka intângo y'íbití ndôndamvyâro twăshoboye kumenya murí iri tōhōza. Ivyo bikajāna n'îngéne umuryāngo wagîye urâguka n'ûkó băgīye baravyârana. Ku bijânye n'íbishitsí vy'úmuryāngo w'Abapfūmpfu, abatânganku rú twăshoboye kurōnka bĕnshi bagarukira hăfi nkó ku rugero rwa gatānu. Aríko ni baké băshoboye kudûga gushika nkó ku rugero rw'icĕnda. Nka MBĀYAHĂGA Konsíma na HARAYĂNDI Charles arí na bó băgeze kū ngīngo bītá iyā mbere bavugakó bakomôka kurí GIPFŪMPFU, uyo na wé akavyāra Abapfūmpfu böse.

Dúfatiye kurí urwo rukurikirane tutōvuga kó arí rurērure cāne rwatânzwe n'ábatânganku rú bó mihîngo y'ítōhōza i Mugōngo-Mānga arírwo rw'ûru:

SÊMUHÁRI
GIPFŪMPFU→BIRĪRINKÔRÉKURUTARO→RUVŪNGANA→ GISHĬHA → RUBŌNDO
BITĪMBA

Dúfatiye kurí uwo murōngo w'úruvyâro dúhereye kurí GIPFŪMPFU tukamanuka kugera kurí GISHǏHA akaba yavyāye abahǔngu batatu arîbo bâba: SÊMUHÁRI, RUBŌNDO, BITĪMBA akaba arîbo bagizé amazǒne abiri kurí atatu agizé ikómǐne Mugōngo-Māngà, uruvyâro rwâbo rwǎraságaraye murí zǒne KĀNKÍMA na MUGŌNGO. Abagíze zǒne JĒNDA n'âbó kwa RUHÍSO rwa GIPFŪMPFU bagize uwǔndi murōngo w'úruvyâro atarí murēmure aríwo w'ûwo:

MPABŪYE → MITAGATO

GIPFŪMPFU→RUHÍSO→NDŌNSE→RUTĒKEREZA →BAHIMĀNGA

NDABĒREYE

Iki gití ndôndamvyâro duhejéje kubóna abacâmūkakó ishámi rimwé riri mu Vyûyá murí zǒne Jēnda, irǐndi i NYAMIYAGA murí komǐne GISÓZI arího bakomôka, iryā nyuma i RUKIGA murí komǐne MURĀMVYA. Ibibázo tugumána inyôta ni vyǐnshi. Mběga RUHÍSO ko arí umuhǔngu wa GIPFŪMPFU yōba avûkana na BIRĪRINKÔRÉKURUTARO? Ico ni ikibázo tutǎshoboye kwîga ngo dutōré inyishú? Mběga hôhó kwā BIRĪRINKÔRÉKURUTARO, kwā RUVŪNGANA ku gití ca mbere cânké RUHÍSO na NDŌNSE ku gíti ndôndamvyâro cā kábiri ntabo bǎvyāye? Nîmbá bâravyâye bōba barí hêhe?

Twîhwēje ibití ndôndamvyâro vy'Ábapfūmpfu babá murí Mugōngo-Māngà, abakómōka kurí GISHǏHA dusānga bári mu mazǒne abiri, turāvye amâmūko yâbo dusānga arí mu ntârá kāma yā BUTŪTSI. Twǎragérageje kurōndera inkurú zōdufashá kumenya isâno rirí hagatí y'Ábapfūmpfu b'í Mugōngo-Māngà nâbo mu ntârá kama yā BUTŪTSI dusānga bǒse bahurira kurí GIPFŪMPFU nk'ûkó MBOGÓYE François yavyânditse akōngera akabívuga mw'īјāmbo ry'úmǔsi mukurú w'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu.

Dúfatiye kurí uyu murōngo murēmure w'Ábapfūmpfu bó murí komǐne MATÁNA intârá kāmá ya BUTŪTSI ugizwé n'ǔru ruvyâro aríwo w'ǔyu:

KAGABO

GIPFŪMPFU→KÔTSI→KANYOTA→KĀNĀKÁ→ KARIBWǍMI → SHABISHA

KARǏNGA

Duhēreye kurí KÔTSI gushika kurí KĀNĀKÁ nahó nyene twǒkwîbaza kó bǎvyāye umwūmwé, nîmbá bátǎvyāye umwûmwé abǎndi bari hêhé? Ivyo navyó ni vyó kubāndānywa vyîgwa. MBOGÓYE François aravúga ubuzima bwâbo bāntu ngo barakûndana, bararīnda, bǎrarwâniye umwǎmi n'ígihúgu bǐtwa "INTÍHÎNDA z'í GITǍNGA".

Ivyo vyătumye barōnka itêká mu gihúgu, barōnka amatōngo mēzá, imisózi myīzá, inká nyĭnshi, ntā mugeni yabênga Umupfūmpfu kukó bări bátūnze kăndi bagatêkereza. Amashusho y'înká bătūngá: inká y'úmufyīri, n'ígitáre ntizărimwó. Ntā mwâna w'Úmupfūmpfu yarâra ku musózi ngo asīnzîre.

Ku rugero rwā gátăndátu ibití ndôndamvyâro n'ībi:

KAGABO→RUTWĂRE→BAGĀNĪRA→RUKWĬRWA→MUNENERO→MBOGÓYE

SHABISHA→KWĒNGÉRI→BIVUGA→RUSÁBIKO→BISUKA→NIYÓNGABO

KARĬNGA→BIHÚME→KAGARI→RURWÁMBARI→BARAGŪNZWA→RIVINGISTONE

Twûrurutse ku yĭndi ngīngo tubona amashámi indwi yāmûka kurí SÊMUHÁRI, RUBŌNDO, BITĪMBA bêne SÊMUHÁRI aribó: RUHORANA, NYAMUCA, BUHANDA, RUBÓRE.

Túmanutse kurí bêne RUBŌNDO ni amashámi abiri arí yo MIHÔSHO, RUVYĀGIRA. Bĕne BITĪMBA tubona ishámi rimwé ari ryo ryā MÁGUME. Kugera kurí urwo rugero turabóna kó Abapfūmpfu babiri kurí batatu barí murí Mugōngo-Mānga barashóbora kwîtōra murí ayo mashámi kukó abĕnshi bakirího ubábajije barībuka bāsêkúru bâbo kugera kurí ayo mazína. Mū mpéra z'ĭki gitabu nihó musāngá ibíti ndôndamvyâro bitōndânuye nêzá. Ntitwōvuga kó arí amazína y'îmvyâro zâbo zŏse twōba túrikó turahuguza, tukifūza kó uwŏbona ikibúze cânké kitajānyé n'úkurí yōbāngîra cāne agatêrēra kugíra inyishú zimará inyôta zijé ahabóna tukazíbona. Ivyo twībaza kó bizôba ngirakamaro ku banyamuryāngo mu kumenya nó kumenyana n'ábavândimwé bâbo.

Abăndi nabó bizôbabĕre inkábuzo bagiré nk'ŭkó ku yĭndi miryāngo, máze amatêká y'ímiryāngo ajé ahabóna.

# IKIGABÁNE CĂ GÁTATU: IMICÓ N'ÍMIGĒNZO VY'ÚMURYĀNGO W'ÁBAPFŪMPFU

## 3.1. Abó băsabana n'âbó batăsabana abageni n'íngéne ubu bimezé

Nk'ûkó twăgumye túbibona mu kirīngo c'ítōhōza, nta muryāngo rúsăngi twōvugá ngo Abapfūmpfu böse ntibasabíramwó kukó dusānga bamwêbamwé bătubariye imiryāngo batūyé hamwé bívānye n'ivyó băgendereje cânké n'ímibâno băgiye baragiriranira. Imvo zătuma bádasabíra mu muryāngo uyu cânké urîyá n'īzi: kwīciranira umūntu kukó kĕra hăraba ingwāno bagapfá amatōngo, bagaca bárwāna n'ímiheto nk'ûkó KAMENYI François abitúbwīra. Iyĭndi mvo: kutêranira mu muryāngo, umuryāngo ntiwarwîra, abăndi n'abo ngó bāsêkúru ntibăsabira n'abó ntibabasábira, ubu tugasānga ivyo vyŏse vyârahîndutse kukó abahŭngu bâbo mu kuja kurōndera umugeni ntibakibicīsha kurí bā sé ngo babānze bīgé uwo muryāngo bagiré bajé gusabiramwó. Abĕnshi băvuze yûko Abapfūmpfu badăsabira mu BARĒMBE, ABANYARWĀNDA, ABÊNĒNGWE, ABASAPFU, ABĬBE, ABANYÁGISAKÁ murí iyo miryāngo badasabíramwó bôbó bărasábira abageni mu Bapfūmpfu. KAMENYI François atubwīra kó basabíra mu miryāngo yöse kíretse abanyágisaká kukó bĭciraniye umūntu. Uwo mūntu akaba yarí umuhūngu wa RUKŌNGATARA bárikó bararwāna bápfa umusózi, bări bágerēreyekó wa sêkúru wâbo, bágōmba kuwunyaga.

GAHŪNGÚ Charles yīvugira yûkó mu Banyarwānda batajayó no mu Bênēngwe, umúbajije uwabírēnzekó ukó vyăgēnda ntavyo akubwīra yīshura murí rusăngi ko batăsabiranira, kó n'úwubírēnze kó atavyāra kabiri, ni ukuvúga ko yavyâra umwâna umwe gusa.

Baravúga aríko kó ubu vyăhīndutse, imiryāngo yöse isigáye isábiranira kíretse abatwá atabo barâbóna ababásavyemwó abageni.

Nka GAHŪNGÚ Arthémon w'îmyâka mirōngo itāndátu mwĕne YAKÂNA Simon wa BĀMBONEYEHÓ Pie wa BARAVÚGA wa RUMŌNGE wó murí zōne MUGŌNGO, umutŭmba MUGŌNGO, agacīmbiri MUGŌNGO avugakó afisé Umunyarwāndakazi kăndi vyărāmye na kêrá ntawŏvuga kó iyo miryāngo yöse băvuze kó batăyisabiramwó atawáhasabiye nk'ákarorero RUBŌNDO ngo yarí afisé umugoré yĭtwa INAMUHUMPFU ngo yarí Umushīngwekazi, umuhŭngu wîwé RUVYĀGIRA yarí afisé abagoré babiri INÁNTIBASUBĪRE na INÁKĂMIKAZI umuryāngo wa INÁNTIBASUBĪRE umutânganku rú MBĀYAHĂGA Konsíma ntawo yĭbutse aríko uwa INÁKĂMIKAZI yarí Umunyágisaka. Birabóneka nêzá kó bităba mu muryāngo wöse. Ikĭndi cări kíbujijwe, kwări ugusabira umugeni

mu muryāngo nyēzína. Inkwírikizi z'ŭwo muziro, umuryāngo ntiwaráma, abŭbakanye bakavyāra amacugáne. Hari abăvuze kó mu Bapfūmpfu harího abăsabiraniye, BAHONYÓYE Simon atānga akarorero k'Ábapfūmpfu bó kwa RUTEKEREZA ku RUBARA na VYŪYÁ murí zŏne JĒNDA ko babasabíra, akagīrakó atânga insígūro kó imiryāngo yamáze gutândukāna. Abăndi n'abó bati ivy'ŭbu ni amayobera, abâna b'ŭbu ntibakimenya ikizíra.

Twîhwēje ivyó abatângankurú bădushikirije bibonéka nêzá kó ugusabana abageni mu muryāngo umwé, ntibikiri kirazíra bivānye n'úkugwīra hamwé nó gusânzāra kw'ábanyamuryāngo. Ivyo bikaba bísigaye bífatwa nk'íbisânzwe kukó kugēndereza ku muryāngo batakivyībāndáko, rēró uguhítamwó umugeni ntibigishemeye.

Ahó amashŭre aziyé, umusóre wo muryāngo kānāká, ashobora kugomwa umugeni mu muryāngo kānāká kure cânké hăfi, imiryāngo yabo itárīnzé kubigiramwó uruhára. Inêzá cânké ingáruká mbi yâvyo ntá yo turâtōhōza nêzá tubāye turabāngīra.

Iyĭndi miryāngo yöse twăsanze bábāna nk'Ábanyarwānda, Abashīngwe, Abasapfu, Abôngerá, Abajîji, Abibe, Abênĕngwe (iritâzīrano abagōngomora), Abanyuka, Abazigé, Abaganí, Abarēmbe, Abanyágisaká, Abanyákaráma, Abadibu, Abayogoma, Abahŏndōgo, Abasāmbo, imiryāngo nka yöse barayisabiramwó kíretse imwîmwé bĭvugiye nahó nyene bikaba kuri bamwêbamwe badasabiramwó. Twasānze bíboneka nêzá kó imbíbe zó kudásabána abageni mu miryāngo zitandukānye bitagifise ifátiro rinini.

### 3.2. Abó băgerēreye n'ábăbagerēreye

Kw'īјāmbo ry'úmugerêrwa, turâzi kó uwo mugēnzo wavânyewehó mu Burŭndi.Bamwé baravúga mu nkurú zâbo ko warí uméze nk'ágasūzuguro n'ákarênganyo kări hagatí y'ábatûnzi n'ábakené. MWŌROHA mu gitabu cîwé c'ākăhise k'Úburŭndi kuva mū ntângo kugeza mu mpéra z'íkīnjana cā cúmi n'ícĕnda urupápuró ijana na mirōngo irīndwi n'índwi avuga ati : «ubugerêrwa bwări búhagaze ku matōngo, umutûnzi yagerēra agacé k'ítōngo umunyágihúgu na wé akamwīshura kumúkorera mu matōngo yîwé.» Abatûnzi bări abăgabanye imbere y'ábăndi amatōngo yāgútse n'ámarâro. Abo bândi nabó ni abakené bărīnda kwîcīsha bugúfi nk'úmusavyi ku musabwá, kugíra amugerêre, agahābwa n'ámasēzerano azôgênderakó. Mu gihe kimwêkimwé umugerêrwa yaráhŭngukira uwumukíngira, akaharōnkera n'înká agerúriwe na sêbuja kugíra arōnké amasé. Ubugerêrwa bwări murí rusăngi, nk'úbucutí n'ímigĕnderanire hagatí y'ábatûnzi n'ábakené. Nicó gitúma murí kíno gihe, uwĭgeze kubá umugerêrwa umúbajije ingéne vyări bímeze, akwīshura ngo n'ámabanga kukó kări agasūzuguro.

Abapfūmpfu rēró bavuga kó băsavye abagánwa ahaníni kăndi ngo bâshēngeye i bugánwa cânké i bwămi ngo ntibătāha bîkoreye amabóko băza bágabanye nk'úturorero BINWA wó mu GISĔNYI, ku mutŭmba wa KAYÔYÓ, avuga kó atabo băgerēreye. Nk'ûkó twări túmaze kubívuga kăndi atabăgerēreye baba kw'ītōngo sé NTAHONZÍGAMIYE yĭsabiye NYÉNAMÁ. Abăndi bavuga kó bari ku matōngo băsavye NYENÁMA ni BAHONYÓYE Simon avugá kwâbá ahări icări c'úmwămi, sé GATWÂKAZI yahásavye NYENAMÁ aca amutwāra i Bwămi arahagabana.

GAHŪNGÚ Arthémon na wé avugakó BAMBONEYEHÓ yarí atónye kwā NYÉNÁMA na KARABÔNA, umutwăre băkūndana niwé yamúshikirije itōngo ry'í Mugōngo. Ntawe băgerereye.

NSABIMÂNA Evariste ngo ntawe băgerēreye ngo Abapfūmpfu barakûnda ivyăbo ntaco bătānga mugábo NOBÉTSE Zacharie aratúbwīrá ko sêkúru yagérēreye BADUGU (Umuhânza). Uwo sêkúru yĭtwa MASÚKŬRE. BADUGU yavyâye NZIGORACÁ, bó ngo ntāwabágerēreye. KAMENYI François aratúbwīra abo băgerereye ko bări babiri:

- NTĀMAVÛKIRO yavá i BUHÓRO yĭmukiye Imbo i RUGAZÍ murí MUBĬMBI,
- BARĀMPEMA yarápfūye umuhŭngu wîwé yacîye agúrīsha itōngo aca arîmuka kubêra urudăndaza, uwo muhŭngu wîwe yĭtwa NJĀNGWÁ.

Twîhwēje ivyo abatânganku rú bădushikirije, dusānga atâ Mupfūmpfu nŭmwe yabâye umugerêrwa nâhó Abarŭndi băyamaze bati: « Ntā mwônga uburá isáto iba idáhīzwé». Ikĭndi hari bakêyí bări báfise abegerērwa.

### 3.3. Imicó ndāngamuryāngo bīhárije n'îngénc abăndi Barŭndi babiboná

Imbere ya vyŏse twōtāngura kugerageza gutânga insígūro y'íjāmbo umucó. Umucó rēró inyîfato mū mvúgo, ingiro n'íngēndo vy'úmūntu cânké umurwi w'ábāntu, máze bikamurānga mu kumútāndukūnya n'ábăndi. Ijāmbo gutândukānya murí iyi ntumbēro yâcu ntisigûra gusāmbura aríko ubudása bw'ábāntu n'ábăndi mu buzima bwâbo bwa mîsi yŏse.Ivyo bigashobora kó umucó w'úmūntu ubá mubí cânké mwīzá ufátiye ku kugéne ababânyi n'ábamúbona bawăkīra. Aha twōvuga ubusumá, ubunebwe, ubukûnzi bw'índa, akaborérwe, ugushírukanya, amanyáma, vyŏse biri mu bigíze imicó mibí kukó bifisé ingáruká mbí ku mibâno y'úmūntu n'ábāndi.

Imicó rēró dusānga bĕnshi bása n'ábayisāngiye n'ûbwó usāngá hâma háriхó abó yībónekeza nk'îyó inyîfato irēnzé urugero rw'ábăndi bagahava bánawumwītirira.

Abatangankurú bǎgize icó batubwǐra gitāndúkanye n'ábǎndi murí rusǎngi ni nka GAHŪNGÚ Cyrille, KAMENYI François, NOBÉTSE Zacharie, BIGIRINDĀVYI Antoine, abǎndi bavuga kó bǎkundana, bǎkūnda inká ariko GAHŪNGÚ Cyrille aradushikira ku wǔndi mucó tutōvugakó batwǐhanije bo nyené bishobokakó n'íyǐndi miryāngo ikomôka ku BAHIMÁ bōbá báwufise na wó n'ūwó kuyâyāta, gutēbura arōngerakó ati ni kâmére kâbo.

KAMENYI François ati Abapfūmpfu ntibāhúkāna baragumya urugó, ngo usábiye umugeni mu Bapfūmpfu ngo uba usábiye kwā būntu, abagabo batêkereza ntibarwāna. BIGIRIDĀVYI Antoine ngo umucó ubarǎnga ngo ni ukuvuga nk'ákarorero ngo bǎragábiye Abanyuka inká. Ababânyi babīta abaryāngo.

Dúsubiye inyuma gató, hari abǎvuzekó Abapfūmpfu bǎri inkérebutsi akarorero tugahābwa na MBOGÓYE François w'i MATÁNA aho Abapfūmpfu b'í MUGŌNGO-MĀNGA, KAGARI ka BUHUME ni wé yasérukiye Abapfūmpfu kwa MWÊZI GISĀBO azana impfîzi y'í BWǍMI yǐtwa SÊNGŌNDO ni iyisūmba yâyo ayīta GISHIBUKANANTEZO intatāngwá ya BUKOMBE inká zöse z'ABAPFŪMPFU zirûbahirizwa zǐtwa indēnzwamyāmpi intônkéreza inyuma bisobānurwá ngo zitanyarwa, zidahūngá. KAGARI rēró ntiyarí mu bāntu basānzwé yarí mu barwānyi, yarwâniye umwāmi n'ígihúgu hamwé n'ábavândimwé bîwé bituma barōnka itêká mu gihúgu.

Murí rusǎngi Abapfūmpfu dusānga bǎrimwó abāntu b'înkérebutsi, bāzí kwǐsabira i BUGÁNWA n'í BWǍMI kǎndi n'ábāntu batēkéreza bakanákūndana nîyó bagirániye amatǎti n'ábagēnzi ntibakūnda abajá hagatí bashāka kuvyîhéreza bônyené nk'ûkó NSABIMÂNA Evariste abivugá ngo n'îyó habāyé imbûrano, ngo ntibākîra indishí zó mu muryāngo. Abǎndi babibona nêzá baravyîvugira kó arí abāntu bakūndána ataco umūntu yōbasigárana báfise.

### 3.4. Ivyó bazirá n'îco bakūnda n'îngéne ubu bimezé

#### 3.4.1. Umuzíro ní ikí?

Kuva kěra Abarǔndi bǎmye báfise ibīntu bitāndúkānye bǎziririza ufátiye ku murwi w'ábāntu kānākā.Ivyo navyó vyǎrafásha mū ndero y'úbuzima bw'úmūntu kuva umwâna avûtse gushika asāze. Umwâna agíkurá bǎmubwīra bati iki n'ǐki kirazira nkó kwîca udukôkó tumwêtumwé nk'ígikeré, intêngasi, umuserébanyi, kwīcara kw'ītyâzo, kugendēsha umugôngo n'íbǐndi. Bǎca bájānīsha bakamubwīra ingáruká mbí bukwí na búkwi cânké yó mu gihe cītêreye azôbóna mu gihe abirěnzekó.

Umwānditsi Nothomb na wé asigūra umuziro gútya:«imiziro ní ibīntu bibujíjwe bifisé ku buryó buhanítse ingáruká zigwá vubá ku mūntu abirĕnzekó n'ímpaká cânké bívūye kurí we»[16] Ingáruká mbí na zó băkūnda gushíra imbere y'ímiziro yarí nk'úkubúra umuvyêyi arí nyina w'úmūntu cânké sé w'úmūntu, ngo inká zōhóna, ugupfâkara, kubúra ivyâra cânké kubúra abâna, gucîka amabêre, gukúbitwa n'ínkubá (kubêrana) n'íbĭndi. Iyo miziro yarátuma umubâno hagatí y'ábāntu bô nyéne nó hagatí mberé y'ábāntu n'íbĭndi binyabuzima vyó kw'ísí bitānganá. Umuziro rēró nâhó utaburá icó uziríriza iyó wĭhwêjwe mu mpănde zöse zâwo na kare ngo: « Ntā kavúzwe kijāna ».

### 3.4.2. Ivyó bazirá vyērékeye abāntu n'úkūntu bimezé ubu.

Murí ibí bihé tugézemwó nk'ûkó abăduhāye inkurú babivugá icĭtwa umuziro ntikigifise ubuhâmbāzi n'ífátiro nka kêra. Ivyo bakabivuga kukó ivyó băbona, kĕrabĭta imiziro hâba ibirâbana n'ábāntu cânké n'íbikôko, bisá n'ívyăhīndutse urétse bikêbiké bacīyúbāra. Bigashóboka kó arí na có gitúma imicó myīzá y'ábarŭndi yagúmye itêra isúbira inyuma.

Ivyó bacūbáhiriza n'ŭbu umwâna w'Úmupfūmpfu ntarerérwa kwā sêkúru ngocărazira kăndi ngo n'ŭbu kirazira. Ntibăsabira mu miryāngo y'Ábanyuka, Abanyarwānda, Abanyágisaká, aríko ivyo bikaba bítagikurikizwa. Inkwirikizi y'ábăwurĕnzekó ngo umuryāngo ntíwaráma.

Aho hā mbere ngo ntibăsabira abageni mu muryāngo wâbo, nk'ûkó umwānditsi PANOOFF Alii[17] babivuga bati: «Itégeko ribuzá umuhŭngu guhítamwó umugeni hagatí mu muryāngo wîwé», aríko ubu biramaze kubóneka kó kuvyûbahiriza bitagikurikizwa. Inzu y'úmukŏbwa cânké y'úmwĭshwa ntibăyīnjira, n'ŭbu uyo mugēnzo ukaba ucûbahirizwa mu muryāngo. Kugíra bakoré ku mwĭshwa babānza kumúha ikīntu, ivyo bigasa n'ûkó kwări ugufásha mushíki wâbo ngo arōnke icó yīfáshīsha mu gihe aríko aragwīza ibibōndo bamusabá vyĭnshi.

Túgereranije ibijânye n'îvyó bĭtá imiziro mu gihe cā kêra, n'îvyó bacūbáhiriza mu bihe vyā nôné, dusānga ivyó bakigēndérakó arí biké cāne. Bavuga kó vyăgīye biracîshwakó uruhwó rw'âmâzi ntihágire inkúrikizi baboná máze abăndi bakabonerwahó.

---

[16]NOTHOMB D. *un humanism africain, Lumen Vital.* Bruxelles, 3[eme]édition, 1962. Les Miziro sont des interdictions comportant d'une facon imanente, des sanctions automatiquement infligeable à quiconque les transgresses contrairement à son issue

[17]PANOOFF et Alii. Op.cit. p, 1973.

(....) *une règle interdisant de choisir son conjoint à l'interieur d'un groupe auquel on appartient soi-même.*

GAHŪNGÚ Charles wó mu gacīmbiri GISĚNYI, umutǔmba KAYÔYÓ yǐshuye avúga kó cǎzira kwînjirira abakǒbwa n'ábǐshwa ngo birashika abahǔngu bakuzé bagatânga inzogá bakînjira.

### 3.4.3. Ivyó bazirá vyērékeye ibitǔngwa n'ínyamâswa

Túvuze ibitǔngwa dushāka kuvúga ibikôko abāntu batūngá.Inyamâswa nazó ní ibikôkó bibá mw'īshāmba. Mu bitǔngwa Abapfūmpfu badatūngá ni Inká y'úmufyīri n'îyí igitáre izo böse bazihūrizakó. Iyó na yó, hagizé ǔyitúnga bǎvuga kó uwahónyora mu masé yâyo yacá arwâra ingwâra y'íbicâgaguzi, isatágura ibirēnge ntibíkire vubá. Inká y'ígitáre nayó iba ifíse ibára rimwé ryērá.

Barōngera bakavúga yûkó nâhó batūngá intāma aho hāmbere batǎzirya bǎziha abatwá n'abó bǎbazanira inkóno cânké bakabákorera utǔndi dukorwá nk'úkurima cânké gusátura inkwí.Igitǔngwa cipfīshije batāzi icǎcīshe ntibǎkirya có kimwé n'índǎmbu n'înyábuhíra. Indǎmbu n'ínyána ivūtsé itârāgera. Inyábuhíra na yó ní inyána ipfūyé itárākúra itarākwîza nk'ûmwâka. Igitǔngwa gikubíswe n'ínkubá ntibǎkiryákukó ngo inkubá ngo yacá igáruka kwîyongera mu rwūri rwâbo.

Nó kuvuga kó inkubá ikubíse igitǔngwa cânké umūntu ntibǎvugá kó yakubíswe n'ínkubá bǎvuga ngo yābêranye. Iyo baterétse impfīzí ntibǎyiha nyina wâyo ngo yacá ivyâra amacúgane.

Ibikôkó vyó mw'īshāmba na vyó bǎrya ivyó bīyíciye na vyo nyéne atarí vyöse kukó hari n'îvyó bǐca mu ruhǐgi bakabírya inyama cânké bakabāgira imbwá. Mu Bapfūmpfu ntā mūntu yǐgeze atubwīra ivyó inyamâswa kūmburé ngira n'ūkó atāwǐgeze atúbwīra kó yabâye umuhǐgi. Murí kíno gihe ntā gitǔngwa badatūngá nâhó atarí böse kukó amajāmbere yagîye arîyongēra ní ko ibīntu vyǎgumye bihīnduka. Inká zā kijāmbere birashika bazibáhamwó.

### 3.4.4. Ivyó bazirá vyērékeye ibití cīmezá n'íbitěrwa

Ku bijânye n'îvyó abatângankurú bǎduhāye ku vyěrekeye ibití cânké ibitěrwa bazirá, nta vyǐnshi bǎshoboye kutúbarira aríco gitúma twǎbifatiye hamwé.

Mu bisânzwe mu Burǔndi hǎmye háriho ibití Abarǔndi bó mū ntârá nó mu miryāngo itāndúkānye bǎba báfise icó babǐzi kó máze bakavyûbahiriza. Nk'îyó hakenéwekó barimá ahó birí bakabíziguriza. Umuryāngo w'Ábapfūmpfu bǎratubwîye "umutágari" Igití bǎcānye bágāndāye ku musôkúruza wâbo n'ǔbu igití bǎcanye bágāndāye ntibasubîra kugicāna.

Ikĭndi gití băziguriza batăcāna n'úmurīnzi kukó cări igitêrekērwa, băgitēra ku rugó rw'úmusêkúruza wa kêra nk'íkigabiro kikamera nk'ícībutso c'ábazôvûka.

Nk'ûkó KAMENYI François abitúbwīra kó umumândá wafátwa nk'íkigabiro nk'ákarorero ahări urugó rwā RUTĒKEREZA, ahó yatânguriye kubá ku GASURÚ bărahazígurije igití c'úmumândá căbāye icībutso kubavûka n'ábazôvûka.

NTABUNDI Zacharie avuga ibití vy'înyâmirá băbitēra ku rugó hagumé kândi bikīngíre inkubá ni ukuvúga ko vyămira ivyāduka.

BIGIRINDĀVYI Antoine mwĕne NTIRWĪNYÉGEZA avuga kó ibití batăcāna igiháhe, Igitôngati kuva kĕra ntiyĭgeze abóna bágicāna yasânze bávuga ngo: «Uri igitó nk'ígitôngati cūmá ntibácāne».

Barōngera kó ngo căzira gucâna imisīvya kukó umugabo afisé abakŏbwa ntibăsohoka ngo băsazira iwăbo, bivugwa na GAHŪNGÚ Charles.

Ivyo bití vyöse rēró băvuga kó vyări bífise akamaro kaníni gusa hărimwo ivyări vyûbashwe, kubícāna cânké kubicīsha mw'īrêmbo vyăfatwa nk'úmuziro kukó bagīye baradúha ingáruká mbí abŏba bârabirênzéko nâhó atāzína kānāká bădomyekó urutoki.

### 3.4.5. Ahāntu bazirá n'íngéne bimezé ubu

Mu gihe umūntu abajíje ahāntu abāntu băzira kuja, usānga inyishú zitāndúkānye ku mūntu n'úwŭndi bívānye n'îngéne yavyûmvíse kurí bāsêkúru cânké yabíbōnye. Ikibóneka ní ūkó atā hāntu usāngá böse bahūrízakó, ní ukuvúga yûkó atāmuziro Abapfūmpfu basāngíye bahūrízá ko urétse kó uyu n'ūrĭya usāngá hári ivyó būmvīse bakabivuga uko.

Abapfūmpfu bătanze inkurú băravúze kó căzira gucá mu dusôko ahări amabēnga ngo hărahûma; kukó hări iyó hāsí yarákānga inká cânké umūntu. Ahăndi băzira ní ahări umugina na wó warângwa n'ínkugútu kw'īrêmbo, ibizínu, urwîmegerí, ngo băyīrukana bákorēsheje igití c'úmuhurika, icó gití na có nticăca mw'īrēmbo.

Kĕra ahări umugeni hávūtse inyána băyubakira agatănda. Inzu y'úmwĭshwa cânké y'úmukŏbwa ntíbayīnjira, uyo ukaba arí umuziro nó ku yĭndi miryāngo böse barawûbahiriza bivugwa na MBĀYAHĂGA konsíma.

Ku bijânye n'îngáruká mbí z'ábărēnze iyo miziro baravúga kó bamwé nk'úwĭnjiriye umukŏbwa băramucá mu bāntu, agacîbwa umukēnke agafátwa nk'ígipfâmutíma

# IKIGABÁNE CÁ KANÉ: URUHARÁ RW'ÁBAPFŪMPFU MU KUBAKA IGIHUGÚ C'ÚBURŬNDI

## 4.1. Amabānga n'ámabāngo mu gutwâra igihúgu

### 4.1.1. Ibānga ní ikí?

Kuva kĕra kugeza n'ŭbu ijāmbo ibānga rirakórēshwa, abarízigama na bó bívānye n'íbikorwá bibĕga bakītwa abanyamabānga. Kū ntwâro y'ábămi ní ho ryăkorēshwa kukó hări abāntu bakīkîje intwâro y'úmwămi bakamúfasha mw'īrāngūka ry'úmugămbi n'ímigabo y'întwâro yîwe. Bări bájējwe guhanūra umwămi kăndi na wé akabahanuza. Abo ní bo bĭtwa abanyamabānga b'úmwămi.

Ku ntwâro zó murí kíno gihe nazŏne ku rwêgo rw'íntwâro rwöse hari hó abanyamabānga n'ábahanūzi. Nk'úturorero baravúga umunyamabānga wa rēta, w'întâra, wa komĭne. Abo bāntu böse baba arí abāntu bafisé ubūntu n'íjāmbo bagahanūra nó guhóra ibinyegézwa mu kazi arí yo mabānga. Abarŭndi barabívuga nó mu myĭbutsa bati:

"Ibānga ribāngirwa ingáta",

"Ibānga riremēra nk'ámabuye",

"Ibānga ntírimirwá umurûnzwá",

Uwurímenye bamwīta igitābānga, ikimenabānga. Mu kwâtira abagabo mu rwêgo rw'ábashîngantăhe cânké ababăndwa kukó höse arí kwînjira mw'ībānga, bababwīra yûkó babĭnjije mw'ībānga bárimenye rizôbaména inda.

### 4.1.2. Ibāngo ní ikí?

Ijāmbo ibāngo ní igikorwá cēgá umugwi w'ábāntu mū ntwâro cânké mu bŭndi buzima bw'ígihúgu. Kū ntwâro y'úmwămi hărihó ibikorwá bitāndúkānye bigenéwe kurāngūrwa n'úmūntu cânké umugwi w'ábāntu nk'ûkó MWŌROHA abitwêreka mu gitabu cîwé, ibikorwá vyări bígabuye ku migwi y'ábāntu ku ntwâro y'ábămi.

Ivyo bikorwá nivyó bītá amabāngo. Abarí kurí ayo mabāngo barûbahwa nabó bakûbahiriza imirimo bashīnzwé. Hari amabāngo yahêrerekanwa uyu apfûye agasiga umuhŭngu wîwé cânké uwŭndi wó mu muryāngo. Igikorwá cöse cāma gífise ingīngo kigēndérāko mw'ītûngānywa

ryâco uwukírāngūra na wé akaharōnkera agashīmwe mu buryó butāndúkānye bwâba ububóneka cânké ubutábonéka ku mâso.

### 4.1.3. Amabānga yēgúkira Abapfūmpfu

Abatângankurú twǎbajije bâba abó mu muryāngo w'Ábapfūmpfu cânké ababânyi bâbo nká bǒse bǎrahákana kó Abapfūmpfu atā mabānga bǎri bájējwe i bwǎmi, abǎndi nabó bakîtiranya amabānga n'ámabāngo. Abapfūmpfu nk'íyǐndi miryāngo y'Ábahimá ngo ntā burênganzira bǎri báfise bwó gushika ku kirǐmba kukó bǎri bâragárarije umwǎmi abǎndi nabó ngo bǎmenye ibānga nk'ûkó BIGIRINDĀVYI Antoine abivugá. Amabānga bǎjejwe i bwǎmi kěra Umupfūmpfu níwe yakáma i bwǎmi kǎndi niwé yaménye ubwā mbere ko amatá aryōshé ngo yarákamye ashira ku kigānza arûmviriza yūmva araryôshe aca abwīra ibānga bagēnziwé baca bararímena, kuva ubwo umuryāngo wǒse ukomôka ku Bahimá uca urakúmīrwa.

NOBÉTSE Zacharie na wé ati: «Abapfūmpfu bǎri abāntu bákadāda umwǎmi yarábatînya, bǎri bacīye ubwênge kǎndi ntibǎshira ku kirǐmba».

NTĀBǓNDI Zacharie na wé arōngeráko ati: «Abapfūmpfu bǎguma kw'īrêmbo ntibǐnjíra ku kirǐmba hǎri inzu kw'īrêmbo».Amabānga y'úmugirwá w'úkwǎtira abagabo mu rwêgo rw'ábashîngantǎhe bǎrayarônka nk'ábǎndi bashîngantǎhe. Mu Bapfūmpfu hǎravamwó abashîngantǎhe b'íjǔnja n'íjāmbo ngo hǎrimwó n'ábasása mu mǎnza zǎcíribwa i bwǎmi nk'úturorero: MASÚKǓRE, NTĪBÍNYAGIRO, MURASUKA.

Murí rusǎngi amabānga ní mēnshi mu buzima bw'ígihúgu aríko rēró ntitwōvuga kó Abapfūmpfu mu buzima bw'ígihúgu harí amabānga bīhárije aríko bayasāngiye n'ábǎndi Barǔndi bó mu yǐndi miryāngo yǐndi.

### 4.1.4. Amabāngo yēgúkira Abapfūmpfu

Mu burǔndi ku ntwâro z'ábǎmi, hǎrihó amabāngo yarí ajêjwe imiryāngo y'ábahutú n'áyǎndi yazêzwa imiryāngo y'ábatūtsi. Hǎri n'ímirimo yazêzwa imiryāngo iyó arí yo yǒse. Nk'ûkó babivugá abānditsi nka MWŌROHA na NOTHOMB. Abatângankurú bó mu muryāngo w'Ábapfūmpfu bǎshoboye kutúbwīra ibisá n'ámabāngo bā sêkúru bǎri bájējwe ni nka BAHONYOYE Simon avugá ati Dātá yarashēngera, yǐtwa GATWAKAZI yashêngera ibugánwa ni yo yǐbēra. HARAYǍNDI Charles aradôndagura abatóni bó murí uwó muryāngo: BWAKĪRA, VYŪMVUHORÉ, BARICAKÓ, NKINA, KINIGÍ, MAHUNA, BARADŪMBWA, RUHŪRIKA.

MBAYAHĂGA Konsíma avuga kó sé wîwé BWAKĪRA na VYUMVUHORE mwĕne MURASUKA bări ingēndanyi za NYÉNAMÁ, VYŪMVUHORÉ aho NYENÁMA ashitsé yagênda arîvuga amazína ayo mazína ntayo băshoboye kutubwīra kukó yapfûye mu 1985 ngo ntawamufashe amajwí. NKINA na wé yarîyereka i Bwămi cânké i Bugánwa.

NTĀBŬNDI Zacharie avuga kó MASÚKŬRE na NTÎBÍNYAGIRO hămpānde y'ámabānga bări bafíse i Bwămi yógusasa i Bwămi, bări báfise n'ámabāngo yó gutúmwa gushikiriza amatōngo abăyagabanye.

NOBÉTSE Zacharie avuga kó Abapfūmpfu bări abatóni, bărisabira bakagabana amatōngo nk'ákarorero kurí KARABÔNA, sêkúru yarátoneye umuryāngo aragabana inká zishiká indwi akōngera agatónera n'ábăndi. I bwămi cânké i Bugánwa hări ibikorwá bitāndúkānye, Umurŭndi wĕse akagira icó atéréreye.

## 4.2. Abapfūmpfu rurāngíranwa n'îcó babĭbukirakó

Mu gutôra umūntu kānăká ngo yītwé rurāngíranwa bafatira ku kīntu yarângūye kikagira akamaro ku muryāngo w'Ábapfūmpfu cânké ku gihúgu. Mu muryāngo w'Ábapfūmpfu abó băshobóye kuvúga ní aba: NTAHONZIGÁMIYE mwĕne RŪJE wa BIKEBĀNUKA wa RUBĪNDA rwa MAGÚME wa BITĪMBA, abamwâmūkakó bavuga kó yabâye rurāngíranwa mu muryāngo yabásabiye amatōngo nk'ítōngo ry í Gisĕnyi.

MURASUKA mwĕne RUVYĀGIRA wa RUBŌNDO wa GISHĬHA wa RUVŪNGANA wa BIRINKÔRÉKURUTARO wa GIPFŪMPFU bavuga k'ûwo Mupfūmpfu yabâye rurāngíranwa yágīye i Bwêru agîye gushēngera i Bwămi kugíra aserúkire umuryāngo.

HARAYĂNDI Charles avuga kó bāsêkúruza rurāngíranwa arí BWAKĪRA yashêngeye akagabana UWINGWA, BAGONA yagábanye UMUKOME, KINIGÍ yagábanye IKIGANO na NYABUHORO. RUVYĀGIRA n'úmuhŭngu wīwé SÊRUBĒYA kubwa abakómôkakó, ngo bări rurāngíranwa murí kăhise kā kêra mu gutûnga inká nyĭnshi.

BWAKĪRA Merchior (1948) mwĕne BWAKĪRA Rinon wa SÊRUBĒYA wa MÍHÔSHO wa RUBŌNDO wa GÍSHĬHA wa RUVUNGANA wa BIRIRINKŌRÉKURUTARO wa GIPFŪMPFU murí kăhise kā vúba yabâye umuyobōzi wā mbere wa radiyo y'Uburŭndi, arōngera aba umushikirangānji w'ímigĕnderanire w'Úburŭndi n'áyăndi makūngu. KINIGÍ Daniel, KINIGÍ Filmin bĕne KINIGÍ wa HARUSHAMAGA wa RUVYĀGIRA wa RUBŌNDO wa GÍSHĬHA wa RUVŪNGANA wa BIRĪRINKŌRÉKURUTARO wa

GIPFŪMPFU ngo băbāye rurángíranwa mu gutânga akarorero kēzá kubamukomōkakó mu kwījūkira amashŭre.

SEMUHARÍ wa GÍSHĬHA wa RUVŪNGANA wa BIRĪRINKŌRÉKURUTARO wa GIPFŪMPFU abamúkomōkamwo bavuga kó yabâye rurāngíranwa mu kubarōnderera amatōngo. MASUKŬRE wa RUHORANA mwĕne SEMUHARÍ ngo yarábāye rurāngíranwa mu gihe abazŭngu bări bâbatêye i SHĒNGERO.

Mu bihe turímwo ntawuvúga kó atā ntwâri ziharí gusa ni ûkó batăshīmye kwîvuga.

### 4.3. Imicó ndāngamuryāngo bīhárije n'îngéne abăndi Barŭndi babiboná

Imbere ya vyŏse twōtāngura kugerageza gutânga insígūro y'íjāmbo umucó. Umucó rēró inyîfato mū mvúgo, ingiro n'íngēndo vy'úmūntu cânké umugwi w'ábāntu, máze bikamurānga mu kumútāndukūnya n'ábăndi. Ijāmbo gutândukānya murí iyi ntumbēro yâcu ntisigûra gusāmbura aríko ubudása bw'ábāntu n'ábăndi mu buzima bwâbo bwa mîsi yŏse.Ivyo bigashobora kó umucó w'úmūntu ubá mubí cânké mwīzá ufátiye ku kugéne ababânyi n'ábamúbona bawăkīra. Aha twōvuga ubusumá, ubunebwe, ubukûnzi bw'índa, akaborérwe, ugushírukanya, amanyáma, vyŏse biri mu bigíze imicó mibí kukó bifisé ingáruká mbí ku mibâno y'úmūntu n'ábāndi.

Imicó rēró dusānga bĕnshi bása n'ábayisāngiye n'ûbwó usāngá hâma hárihó abó yībónekeza nk'îyó inyîfato irēnzé urugero rw'ábăndi bagahava bánawumwītirira.

Abatangankurú băgize icó batubwīra gitāndúkanye n'ábăndi murí rusăngi ni nka GAHŪNGÚ Cyrille, KAMENYI François, NOBÉTSE Zacharie, BIGIRINDĀVYI Antoine, abăndi bavuga kó băkundana, băkūnda inká aríko GAHŪNGÚ Cyrille aradushikira ku w'uwŭndi mucó tutōvugakó batwīhanije bonyené bishobokakó n'íyĭndi miryāngo ikomôka ku BAHIMÁ bōbá báwufise nawó n'ūwó kuyâyāta, gutēbura arōngerakó ati ni kâmére kâbo.

KAMENYI François ati Abapfūmpfu ntibāhúkāna baragumya urugó, ngo usábiye umugeni mu Bapfūmpfu ngo uba usábiye kwā būntu, abagabo batêkereza ntibarwāna. BIGIRIDĀVYI Antoine ngo umucó ubarānga ngo ni ukuvuga nk'ákarorero ngo băragábiye Abanyuka inká. Ababânyi babīta abaryāngo.

Dúsubiye inyuma gató, hari abăvuzekó Abapfūmpfu bări inkérebutsi akarorero tugahābwa na MBOGÓYE François w'i MATÁNA aho Abapfūmpfu b'í MUGŌNGO-MĀNGA, KAGARI ka BUHUME ni wé yasérukiye Abapfūmpfu kwa MWÊZI GISĀBO azana impfīzi y'í BWĂMI yĭtwa SÊNGŌNDO ni iyisūmba yâyo ayīta GISHIBUKANANTEZO intangwa ya BUKOMBE

inká zöse z'Ábapfũmpfu zirûbahirizwa zĭtwa indēnzwamyāmpi intônkéreza inyuma bisobānurwá ngo zitanyarwa, zidahūngá. KAGARI rēró ntiyarí mu bāntu basānzwé yarí mu barwānyi, yarwâniye umwămi n'ígihúgu hamwé n'ábavândimwé bîwé bituma barōnka itêká mu gihúgu.

Murí rusăngi Abapfũmpfu dusānga bărimwó abāntu b'înkérebutsi, bāzí kwĭsabira i BUGÁNWA n'í BWĂMI kăndi n'ábāntu batēkéreza bakanákūndana nîyó bagirániye amatăti n'ábagēnzi ntibakūnda abajá hagatí bashāka kuvyîhéreza bônyené nk'ûkó NSABIMÂNA Evariste abivugá ngo nîyó habāyé imbûrano, ngo ntibākîra indishí zó mu muryāngo. Abăndi babibona nêzá baravyîvugira ko arí abāntu bakūndána cāne.

## 4.4. Ivyó bazirá n'îco bakūnda n'îngéne ubu bimezé

### 4.4.1. Umuzíro ní ikí?

Kuva kĕra Abarŭndi bămye báfise ibīntu bitāndúkānye băziririza ufátiye ku mugwi w'ábāntu kānāká. Ivyo navyó vyărafásha mū ndero y'úbuzima bw'úmūntu kuva umwâna avûtse gushika asāže. Umwâna agíkurá bămubwīra bati iki n'ĭki kirazira nkó kwîca udukôkó tumwêtumwé nk'ígikeré, intêngasi, umuserébanyi, kwīcara kw'ītyâzo, kugendēsha umugôngo n'íbĭndi. Băca bájānīsha bakamubwīra ingáruká mbí bukwí na búkwi cânké yó mu gihe cītêreye azôbóna mu gihe abirĕnzekó.

Umwānditsi Nothomb na wé asigūra umuziro gútya: «imiziro ní ibīntu bibujíjwe bifisé ku buryó buhanítse ingáruká zigwá vubá ku mūntu abirĕnzekó n'ímpaká cânké bívūye kurí we» [18] Ingáruká mbí nazó băkūnda gushíra imbere y'ímiziro yarí nk'úkubúra umuvyêyi arínyina w'úmūntu cânké sé w'úmūntu, ngo inká zōhóna, ugupfâkara, kubúra ivyâra cânké kubúra abâna, gucîka amabêre, gukúbitwa n'ínkubá (kubêrana) n'íbĭndi. Iyo miziro yarátuma umubâno hagatí y'ábāntu bô nyéne nó hagatí mberé y'ábāntu n'íbĭndi binyabuzima vyó kw'ísí bitānganá. Umuziro rēró nâhó utaburá icó uziríriza iyó wĭhwêjwe mu mpănde zöse zâwo na kare ngo: « Ntā kavúzwe kijāna ».

### 4.4.2. Ivyó bazirá vyērékeye abāntu n'úkūntu bimezé ubu.

Murí ibí bihé tugézemwó nk'ûkó abăduhāye inkurú babivugá icĭtwa umuziro ntikigifise ubuhâmbāzi n'ífátiro nka kêra. Ivyo bakabivuga kukó ivyó băbona kĕra bĭta imiziro hâba

---

[18]Nothomb D. *Un humanisme africain*, Lumen Vital, 3emeédition, Bruxelles, 1962. Les Miziro sont des interdictions comportant d'une facon imanente, des sanctions automatiquement infligeable à quiconque les transgresses contrairement à son issue

ibirâbana n'ábāntu cânké n'íbikôko, bisá n'ívyăhīndutse urétse bikêbiké bacīyúbāra. Bigashóboka kó arí na có gitúma imicó myīzá y'Ábarŭndi yagúmye itêra isúbira inyuma.

Ivyó bacūbáhiriza n'ŭbu umwâna w'Úmupfūmpfu ntarerérwa kwā sêkúru ngocărazira kăndi ngo n'ŭbu kirazira. Ntibăsabira mu miryāngo y'Ábanyuka, Abanyarwānda, Abanyágisaká, aríko ivyo bikaba bítagikurikizwa. Inkwirikizi y'ábăwurēnzekó ngo umuryāngo ntíwaráma.

Aho hā mbere ngo ntibăsabira abageni mu muryāngo wâbo, nk'ûkó umwānditsi PANOOFF Alii[19] babivuga bati: «Itégeko ribuzá umuhŭngu guhítamwó umugeni hagatí mu muryāngo wîwé», aríko ubu biramaze kubóneka kó kuvyûbahiriza bitagikurikizwa. Inzu y'úmukŏbwa cânké y'úmwīshwa ntibăyīnjira, n'ŭbu uyo mugēnzo ukaba ucûbahirizwa mu muryāngo. Kugíra bakoré ku mwīshwa babānza kumúha ikīntu, ivyo bigasa n'ûkó kwări ugufásha mushíki wâbo ngo arōnke icó yīfáshīsha mu gihe aríko aragwīza ibibōndo bamusabá vyīnshi.

Túgereranije ibijânye n'îvyó bītá imiziro mu gihe cā kêra, n'îvyó bacūbáhiriza mu bihe vyā nôné, dusānga ivyó bakigēndérakó arí biké cāne. Bavuga kó vyăgīye biracîshwakó uruhwó rw'âmâzi ntihágire inkúrikizi baboná máze abăndi bakabonerwahó.

GAHŪNGŬ Charles wó mu gacīmbiri GISĔNYI, umutŭmba KAYÔYÓ yĭshuye avúga kó căzira kwînjirira abakŏbwa n'ábīshwa ngo birashika abahŭngu bakuzé bagatânga inzogá bakînjira.

### 4.4.3. Ivyó bazirá vyērékeye ibitŭngwa n'ínyamâswa

Túvuze ibitŭngwa dushāka kuvúga ibikôko abāntu batūngá. Inyamâswa na zó ní ibikôkó bibá mw'īshāmba. Mu bitŭngwa Ábapfūmpfu badatūngá n'ínká y'íbará ry'úmufyīri n'îryí igitáre izo bŏse bazihūrizakó. Iyó na yó, hagizé ŭyitúnga băvuga kó uwahónyora mu masé yâyo yacá arwâra ingwâra y'íbicâgaguzi, isatágura ibirēnge ntibíkire vubá. Inká y'ígitáre na yó iba ifíse ibára rimwé ryērá.

Barōngera bakavúga yûkó nâhó batūngá intāma aho hāmbere batăzirya băziha Abatwá n'abó băbazanira inkóno cânké bakabákorera utŭndi dukorwá nk'úkurima cânké gusátura inkwí. Igitŭngwa cipfīshije batāzi icăcīshe ntibăkirya có kimwé n'índămbu n'înyábuhíra.

[19]PANOOFF et Alii, op.cit, p, 1973. (....) une règle interdisant de choisir son conjoint à l'interieur d'un groupe auquel on appartient soi-même.

Indămbu n'ínyána ivūtsé itârāgera. Inyábuhíra na yó ní inyána ipfūyé itárākúra; itarākwîza nk'ûmwâka. Igitŭngwa gikubíswe n'ínkubá ntibăkiryákukó ngo inkubá ngo yacá igáruka kwîyongera mu rwūri rwâbo.

Nó mukubívuga iyó inkubá ikubíse igitŭngwa cânké umūntu ntibăvugá kó yakubíswe n'ínkubá băvuga ngo yābêranye. Iyo baterétse impfīzí ntibăyiha nyina wâyo ngo yacá ivyâra amacúgane.

Ibikôkó vyó mw'īshāmba na vyó bărya ivyó bīyíciye na vyǒne atarí vyöse kukó hari n'îvyó bĭca mu ruhĭgi bakabírya inyama cânké bakabāgira imbwá. Mu Bapfūmpfu ntā mūntu yĭgeze atubwīra ivyó inyamâswa kūmburé ngira n'ūkó atāwĭgeze atúbwīra kóyabâye umuhĭgi. Murí kíno gihe ntā gitŭngwa badatūngá nâhó atarí böse kukó amajāmbere yagîye arîyongēra ní ko ibīntu vyăgumye bihīnduka. Inká zā kijāmbere birashika bazibáhamwó.

### 4.4.4. Ivyó bazirá vyērékeye ibití cīmezá n'íbitĕrwa

Ku bijânye n'îvyó abatânagankurú băduhāye ku vyĕrekeye ibití cânké ibitĕrwa bazirá, nta vyīnshi băshoboye kutúbarira arí co gitúma twăbifatiye hamwé.

Mu bisânzwe mu Burŭndi hămye hárihó ibití Abarŭndi bó mū ntârá nó mu miryāngo itāndúkānye băba báfise icó babĭzi kó máze bakavyûbahiriza. Nk'îyó hakenéwe kó barimá ahó birí bakabíziguriza. Umuryāngo w'Ábapfūmpfu băratubwîye “umutágari" Igití băcānye bágāndāye ku musôkúruza wâbo n'ŭbu igití băcanye bágāndāye ntibasubîra kugicāna.

Ikĭndi gití băziguriza batăcāna n'úmurīnzi kukó cări igitêrekērwa băgitēra ku rugó rw'úmusêkúruza wa kêra. Icó gití camera nk'íkigabiro kikongera kikaba nk'ícībutso c'ábazôvûka.

Nk'ûkó KAMENYI François abitúbwīra kó umumândá wafátwa nk'íkigabiro; nk'ákarorero ahări urugó rwā RUTĒKEREZA; ahó yatânguriye kubá ku GASURŬ bărahazígurije igití c'úmumândá căbāye icībutso kubavûka n'ábazôvûka.

NTABUNDI Zacharie avuga ibití vy'înyâmirá ko băbitēra ku rugó ngo hagumé kândi bikīngíre inkubá n'úkuvúga ko vyămira ivyāduka.

BIGIRINDĀVYI Antoine mwĕne NTIRWĪNYÉGEZA avuga kó ibití batăcāna arí igiháhe n'igitôngati. Kuva kĕra ngo ntiyĭgeze abóna ahó bácāna igitongati ngo yasânze bávuga uku: «Uri igitó nk'ígitôngati cūmá ntibácāne».

Barōngera kó căzira gucâna imisīvya kukó umugabo afisé abakŏbwa ntibăsohoka ngo băsazira iwăbo, bivugwa na GAHŪNGÚ Charles.

Ivyo bití vyŏse rēró băvuga kó vyări bífise akamaro kaníni gusa hărimwo ivyări vyûbashwe, kubícāna cânké kubicīsha mw'īrêmbo vyăfatwa nk'úmuziro kukó bagīye baradúha ingáruká mbí z'abŏba bârabirênzekó nâhó atāzína kānāká bădomyekó urutoki.

### 4.4.5. Ahāntu bazirá n'íngéne bimezé ubu

Mu gihe umūntu abajíje ahāntu abāntu băzira kuja, usānga inyishú zitāndúkānye ku mūntu n'úwŭndi bívānye n'îngéne yavyûmvíse kurí bā sêkúru cânké yabíbōnye. Ikibóneka ní ūkó atā hāntu usāngá bŏse bahūrízakó, ní ukuvúga yûkó atāmuziro Ábapfūmpfu basāngíye bahūrízakó urétse kó uyu n'ŭrĭya usāngá hári ivyó bŭmvīse bakabivuga uko.

Abapfūmpfu bătanze inkurú băravúze kó căzira gucá mu dusôko ahări amabēnga ngo hărahûma kukó hări iyó hāsí yarákānga inká cânké umūntu.Ahăndi băzira ní ahări umugina na wó warângwa n'ínkugútu kw'īrêmbo, ibizínu, urwîmegerí, ngo băyīrukana bákorēsheje igití c'úmuhurika, icó gití na có nticăca mw'īrēmbo.

Kĕra ahări umugina hávūtse inyána băyubakira agatănda. Inzu y'úmwĭshwa cânké y'úmukŏbwa ntíbayīnjira, uyo ukaba arí umuziro nó kurí iyi ngēndo bŏse barawûbahiriza bivugwa na MBĀYAHĂGA Konsíma.

Ku bijânye n'îngáruká mbí z'ábărēnze iyo miziro baravúga kó bamwé nk'úwĭnjiriye umukŏbwa; băramucá mu bāntu, agacîbwa umukēnke; agafátwa nk'ígipfâmutíma.

## UGUSÔZĒRA

Mu gukóra iki gikorwá, ihāngiro ryâcu kwǎri ukugíra dushiré ahabóna imicó n'ákarānga hamwé n'ákǎhise k'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu; tukīyumvīra kó bizôgíra akamaro ku karângamútima ku micó ishīrá itērambere ry'ígihúgu.

Mu Burǔndi hari imiryāngo myǐnshi kǎndi ikwīrágiye mu mihîngo y 'ígihúgu cöse. Vyôngeye usānga atâ muryāngo wīhárije intârá cânké ikómǐne hagēnda haracámwó iyǐndi.

Ni na có gitúma twǎshīmye gukóra itōhōza ku muryāngo w'Ábapfūmpfu babá mw'īkómǐne ya Mugōngo-Māṅga mu ntârá ya Bujūmbura.

Ihítamwó ry'īyo kómǐne twǎrihimirijwe n'ûkó twǎsānze arí ho abanyamuryāngo b'Ábapfūmpfu bagwīríye mu mitǔmba imwîmwé.

Ntā Murǔndi cânké Umurǔndikazi atabonā y'ûkó imicó n'ákarānga vy'Úburǔndi biríko birazímāngana. Ivyo bikaba uruhōmbo runíni kukó vyǎmye bígize umushîngé w'úbákírwakó itērambere ry'ígihúgu. Nakare Abarǔndi bǎrayamáze bati: « Intângo y'ámasosó ni ubuhǎnza» abǎndi bati: « izijá guhóna zihēra mu ruhǒngore ».

Kureka iyo micó igēndé amazimáyōngo vyōba bísa n'ûkûbaka inzu itagirá umushîngé. Nk'ûkó běnshi bavugá ngo: « Agashitsí kā kêra kavūmbika umuriro».

Kugíra dushiké kw'īhāngiro twǐhāye, twǎtegūye iki gikorwá mu bicé biné:

Mu ntângamárārá dutānga insígūro y'ícǐgwa tugashirakó ingēndo n'ákamaro kâco. Murí iyo ntâmbwé twǎrashobóye kwêrekana insigūro y'ámajāmbo y'îfátiro atamenyêrewe.

Ni murí iyo ntângamárārá nyéne twǎgerageje gutânga insígūro y'íjāmbo umuryāngo mū nkîkūro yâryo kukó mu Kirǔndi twǎsānze rífise insígūro níni.

Mu gicé cā mbere twǎgerageje gutânga idó n'îdó ry'ákarêre k'ítōhōza n'ímiryāngo yahágerēreye. Ahó cānecâne twadondoye intârá y'í Bwǎmi, y'Úmugǎmba, igihúgu cā NYÉNAMÁ, Intârá ya Bujūmbura na komǐne Mugōngo-Māṅga.

Mu gicé cā kábiri murí rusǎngi mū nkurú twǎrōnse, dusānga amâmūko y'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu arí mu Burǔndi mū ntârá kāmá y'Úbutūtsi, bavūka kurí GIPFŪMPFU uwatânguye kugerēra ubwā mbere ni SÊMUHÁRI yagerēreye mu KABUYE aca arahava aja kw'Ī BÂNDAGURO hǎtwāra umugánwa NYÉNAMÁ. Mu gihe cā nôné ni mū ntârá ya

BUJŪMBURA murí komĩne Mugōngo-Mānga. Uwo akaba yábāndānije arôndera amatōngo yāgútse i MUHWĚZA yaháshize umugoré, uwŭndi ku w'í KIRARÍ, i NYABUTŪTSI ahó höse yajá aratāhíra.

Abăndi băje báva murí komĩne MATÁNA ni MIHÔSHO na RUVYĀGIRA băshikiye mu KABUYE barí kumwé na sé RUBŌNDO.

RUBŌNDO yagérēreye ku KIGANO, ahó umuhŭngu wĩwé mutôyi RUVYĀGIRA yagérēreye, ubu haba SAYŬMWE n'ábahŭngu bĩwé. Mwěne MAGÚME, RUTAMĀNZURA yazánanye na RUBŌNDO n'ábahŭngu bĩwé yagérēreye mu KAGĒNDO.MAGÚME na RUBŌNDO bări běne GÍSHĬHA nukuvúga kó băhitananye.

RUTĒKEREZA rwā NDŌNSE yavûye i NYAMIYAGA murí komĩne GISÓZI intârá ya MWÂRO yīmukira ku GASURÚ, murí MURŪNGA, zŏne JĒNDA, komĩne MUGŌNGO-MĀNGA, intârá ya BUJŪMBURA. RUTĒKEREZA yajé arí umukózi mu Banyákaráma, akáma inká kwā NDÁYIZÍGAMYE, aramugomwa kó akamá nêzá amuha umugeni mu bakŏbwa bĩwé aca avyāra abahári böse umuryāngo urarwīra.

RUMŌNGE yazánanye i MATÁNA ku MUGANO yĭmukiye i MARÁGA, zŏne MUGŌNGO, komĩne MUGŌNGO-MĀNGA, intârá ya BUJŪMBURA.

RUMŌNGE yajé ayóbora inká, arôndera uburagiro n'úkwăgukirwa.

NTAHONZÍGAMIYE wa RŪJE yatânguye kugerēra mu KABUYE ahó kěra bĩta mu VYÛMA, aca ahūnga intwâro mbí y'úmutwăre RUGĂNDA, ahūngira i KIYĒNZI ku mutŭmba GISHÛBI murí MURĀMVYA asānga umutwăre SIMBABÁWE arakīnda, aca yīmukira kw'ítōngo yīsábiye NYENÁMA i GISĚNYI, ahashikirizwa n'úmutóni wó kwā NYÉNAMÁ yĭtwa RUDŌVIKO (umwênēngwe); NTAHONZIGÁMIYE yatânze inká kugíra aharŏnke. Mū nyuma NTAHONZIGÁMIYE yacîye atúmakó mwěne wâbo BĀGAZWE yarí yásigaye i Gishûbi kwări ukugíra ntăbe inyákamwe aca amuha itōngo. Băhashitse kurí MWÊZI GISĀBO (1901).

Kuva kurí RUPFŪMPFU sěkuru w'Ábapfūmpfu bāmûkakó gushika kurí GISHĬHA bari kū ngazí ya káne y'îmvyâro băgumye mu Butūtsi.

SÊMUHÁRI, RUBŌNDO, MAGÚME n'ábabakómōkakó băcīye bîmukira mu ntârá y'Úmugămba murí komĩne Mugōngo-Mānga. Murí uwó muryāngo harihó abĭmukiye mu Rushûbi, murí komĩne Isáre, abó kwā NGARIGARI, harihó n'ábăndi băgerūriye mu ntârá ya Ngōzi, Bubānza, Cibitōke na Mwâro.

Mu gicé cā gatatu tubabwīra imicó ndāngamuryāngo. Imicó rēro dusānga bĕnshi bása n'ábayisāngiye n'úbwo usānga hâma háriho abó yībónekeza nk'ínyîfato irênze urugero rw'ábăndi bagahava bákanayiyītirira.

Mu gicé cā kane tubabwīra uruhará rw'Ábapfūmpfu mu kubaka igihugú c'Úburŭndi.

Murí izo ntâmbwé dutānzé zigizé iki gikorwá, vyărībonekeje nêzá yûkó gutōhōza umuryāngo kuva mu kubáhó kwâwo kugeza mu gihe cā nôné Atarí igikorwá cōróshe cōrāngûrwa n'ûwáriwé wĕse dúfatiye ku buryó bw'ámafarānga, ibikórēsho n'úmwănya bisabá.

Iki gikorwá turâzi kó kitabuzé utunēnge bívānye na bímwēbimwé twăgīye túburira inyishú imbere y'ábatânganKurú cânké ku buryó bwâcu kukó «inkezi ikera ubwó birēhá». Utŭndi tunēnge ní mū ngŏrane zivá mu gusúbiramwó ivyăvōmwe mu zĭndi ndími kukó ngo: « Gusúbiramwó ururími n'ukwĭta mu kăga». Aríko umusomyi yōtégēra kó arí intâmbwé yā mbere y'úmutōhōji.

Ikí gikorwá cădusavye inguvú nyĭnshi kugíra tukigezé aha cāgezé, inguvú zâcu ni hó zātugejéje kukó ngo: «ukubóko kúmwe kurîyaga ntikwīmára uburyí».

Icîfūzo câcu n'ūkó twōgarúkira imicó kāmá yó ragí ryā bā sôkúru, Abarŭndi bakamenya imicó myīzá yarânze bā sôkúru, máze ikatubēra umushînge w'ítērambere riramá ry'ígihúgu câcu.

Mu kurāngiza dutēye akâmo ibigó bijĕjwe n'âbo bŏse babishobóye bagiré ishaka ryó kubíkóra, bāva hāsí bagatêza imbere imicó n'ákarānga vy'Úburŭndi. Aho ntítwōkwībagira ururími rw'Íkirŭndi rutītâwehó kăndi arírwo imicó y'Íkirŭndi yūbakiwekó. Umwé wĕse nātērêre umugānda wîwé kugíra akarānga k'Ábarŭndi ntikázimāngane.

# INCAMÂKE

Iki gikórwa kidōndōra umuryāngo w'Ábapfūmpfu bó murí Komĭne Mugōngo-Mānga, imicó n'ákarānga hamwé n'ákăhise kâbo. Kigizwe n'íbigabáne biné bitāngúrirwa n'întângamárārá. Intângamárārá ishikiriza insígūro nkîkūro y'ígikórwa n'íbibázo nyamukúru birōngōye iki gikórwa, ihāngiro, ubuhĭnga bw'ítōhōza, ibikórēsho twăkorēsheje mu kwēgeranya inkúru hamwé nó kudôndōra abătānze inkúru.

Ikibáne cā mbere kivuga akarêré kā Mugōngo-Mānga kăbēreyémwo itōhōza. Ico kigabáne nyéne tugisāngámwo igicé c'ígihúgu ca Nyénamá ivyĭbare vy'úmwămi ari vyo Buhóro na Murūnga bikaba vyâtānguye kubáho guhêra kurí Ntáre Rugămba bizimāngana kurí Mwāmbutsa Bāngīricênge.

Ikibáne cā kábiri cērekana amâmūko y' Ábapfūmpfu bó mu ntârá y'Úmugămba wó hagáti, mū ntârá y'í bwămi. Abapfūmpfu bāmûka mū ntârá y'Úbutūtsi, bakomôka ku mu sêkúruza wâbo yîtwá GIPFŪMPFU. Uwo na wé ntitwămenye uwó akomôkáko.

Ikibáne cā gátatu gica iryá n'ĭno imicó n'ákaránga k'úmuryāngo w'Ábapfūmpfu hamwé ná kăhise kâbo, bó mū ntârá y'í bwămi, imigēnderanire yâbo n'ábăndi barŭndi. Ivyo Abapfūmpfu băzira, vyērekeye abāntu n'íbitŭngwa. Ntā Mupfūmpfu yasábira umugeni mu Barēmbe, Abanyarwānda, Abênengwe, Abasapfu, Ababíbe, Abanyágisáka, kandi ntā Mupfūmpfu yatûnga inká y'îbára ry'úmufyīri n'ígitáre.

Ikibáne cā káne arí na có cā nyuma cērekana uruhára rw' Ábapfūmpfu mu kwŭbaka Uburŭndi, amabānga n'ámabāngo yabêgukíra bé n'îvyîpfūzo vyâbo. Murí abo dusāngámwo Abagēndanyi b'úmugánwa, Nyénamá, abîyeretsi, abashîngantăhe băsasa mū mănza z'í bwămi.

Mu gusôzēra, dutēye akâmo ibigó bibijējwe n'âbó bōse babishobóye bagiré ishaka ryó kubikora, bave hāsí batēzé imbere imíco n'ákarānga vy'Úburŭndi.

# IBITABU VYAKORESHEJWE


## Kazinduzi

- PANOFF M. et PERRIN M. *Dictionnnaire de l'Ethnologie*. Paris, Payot, 1973, 293p
- RODEGEM F.M. *Dictionnaire Rundi-Français*. Tervuren, AMRAC, 1970.
- RODEGEM F.M. *Inyizamvugo y'ikirŭndi, Essai de dictionnaire explicatif Rundi*. Bujumbura, Presses Lavigerie, 1961, 878p

## Ibitabu vy'Ubumenyi rusangi

- NTAHOKAJA J.B. *Imigenzo y'Ikirŭndi*. Bujumbura, U.B, 1978, 185p.
- NOTHOMB D. *Un Humanisme Africain*, Lumen vitae, 3$^{e}$ édition, Bruxelle, 1962
- VANSIMA J. *La Legende du Passé, Tradition orale du Burundi*. Tervuren, 1972.
- BIGANGARA J.B. *Pour une Anthropologie de la Famille et du Mariage traditionnel au Burundi*. Bujumbura, Presses Lavigerie, 1986.
- D'HERTEFELT M. *Les Clans du Rwanda Ancien, Elément d'éthnosociologie et d'éthnohistoire*, Tervuren, Belgique, 1971, 354p.
- GAHAMA J. *Le Burundi sous Administration belge*. Paris, ACCT/Karthala/CRA, 1983, 465p.
- GAUDIN F.GUESPIN L. *Initiation à la Lexicologie Française. De la Néologie aux Dictionnaires*. Coll. « champs linguistiques manuels », Editions Duculot, 358p.
- MWOROHA E. *Peuples et Rois de l'Afrique des Lacs, Le Burundi et les royaummes voisins au 19$^{ème}$ siècle*. Dakar, Abidjan, Nouvelles éd. Africaines, 1977, 352p.
- NTAHOMBAYE P. *Des Noms et des hommes. Aspects Psychologique et Sociologique du nom individuel au Burundi*. éd. Karthala, Coll. « Hommes et sociétés », 1983. 281p.
- LEVI-STRAUSS C. *Anthropologie Structuralle*. Paris, Plon, 1973, 451p.

**Ibitabu vy'úmutsîndo**


- MANIRAMBONA D. *Umuryango w'Abatsindagire' kahise kabo n'amateka yabo,* Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 2012, 89 f
- BADOGOMBWA M. *La Chefférie de Nyenama ; début du 20ē S-1944*, Mémoire, Université du Burundi, Bujumbura 1984, p148.
- KABANYANA S.C. *Population Burundaise et la crise de 1993. Ruptures socio-spatiales en Commune Kiganda.* Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 2001, 88p
- NGARIGARI I. *La chefférie d'Imbo Mugamba sous Barusasiyeko*, Mémoire, Bujumbura, Université du Burundi, 1986, 135f.
- NDAYIZEYE T. *Imicó n'Ákarānga k'Úmuryāngo w'Ábasasú hamwé n'Ákăhise kâbo.* Bujumbura, Université du Burundi, 2011, 116f.
- IMWIYITIRE C. *Bukeye, fin du domaine royal et réalisations missionnaires* 1915-1962, Bujumbura, Université du Burundi, 1982, 82f.
- SADIKI E. *Umuryāngo w'ábashûbi b'i Gatara kwā Karabôna, imicó n'ákarānga kâbo.* Bujumbura., Université du Burundi, 2008, 95f.


**Ibiyāgo**


- POTTIER B. «Vers une Sémantique Moderne» *in Travaux de Linguistique et Littérature* II. Strasbourg, 1969, p30

# INYÓNGERÁ

**Ishushānyo mpfunyampfunyo y'ábătānze inkurú**

| Izína+Bāsêkuruza | Imwâka yavukiye | Umuryango | Umutumba | Igenekerezo |
|---|---|---|---|---|
| MBAYAHĂGA Côme (81)<br>wa Bwakira Rino<br>wa Serubēya Antoine<br>wa Mihôsho<br>wa Rubōndo<br>wa Gishǐha<br>wa Ruvūnganwe<br>wa Birīrinkôrekurutaro wa Rupfūmpfu | 1937 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 24/12/2015 |
| GAHŪNGǗ Cyrille (74)<br>wa BagonaSimon<br>wa Ntibāndênga<br>wa Sênkezi<br>wa Mihōsho<br>wa Rubōndo | 1944 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 23/12/2015 |
| NTAHONDERÉYE Sylvestre (76)<br>wa Ntahompagazé Joseph<br>wa Nzǔmpatse<br>wa Rutamūnzura | 1942 | ABAPFŪMPFU | Gisarwe | 26/12/2015 |
| NTĀKAYÓBERANA Siméon (60)<br>wa Ntākayóberana<br>wa Másase<br>waNzǔmpatse<br>wa Rutamūnzura | 1958 | ABAPFŪMPFU | Gisarwe | 26/12/2015 |
| HARAYĂNDI Charles(98)<br>wa Mahuna<br>wa Nîndereye<br>wa Ruvyāgira<br>wa Rubōndo<br>wa Rushǐha<br>wa Ruvūngana<br>wa Birīrinkôrekurutaro<br>wa Gipfūmpfu | 1920 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 27/12/2015 |
| SINĪGÍRIRA Spéciose(68)<br>wa gapāyi<br>wa Bahimānga | 1950 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 25/12/2015 |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| wa Mpabūye<br>wa Rutēkereza<br>wa Ruhíso<br>wa Gipfūmpfu | | | | |
| KAMENYI François (79)<br>wa Mitagato<br>wa Mpabūye<br>wa Rutēkereza<br>wa Ndōse<br>wa Ruhíso<br>wa Gipfūmpfu | 1939 | ABAPFŪMPFU | Murūnga | 20/03/2016 |
| NIYÓNZIMA Victor (78)<br>wa Biraguma<br>wa Ntabāngîra<br>wa Múhini | 1940 | ABAPFŪMPFU | Vyūyá | 21/03/2016 |
| GAHŪNGÚ Arthémon (62)<br>wa Yakâna Simon<br>wa Bāmboneyehó Pie<br>wa Baravúga<br>wa Rumōnge | 1956 | | Mugōngo | 22/03/2016 |
| NTĀBŬNDI Zacharie (78)<br>wa Ndinûbwôba Eduard<br>wa Ntībínyagiro Rino<br>wa Ruhorana<br>wa Sêmuhari | 1940 | ABAPFŪMPFU | Kayôyó | 20/12/2016 |
| NOBÉTSE Zacharie (74)<br>wa Nobétse Gabriel<br>wa Masukûre<br>wa Bihorana<br>wa Sêmuhari | 1944 | ABAPFŪMPFU | Mwūrá | 21/12/2016 |
| GAHŪNGÚ Charles (70)<br>wa Ntahonzigámiye François<br>wa Rūje<br>wa Rukebānuka<br>wa Rubîndo<br>wa Magumé<br>wa Bitīmba | 1948 | ABAPFŪMPFU | Kayôyó | 22/12/2016 |
| NSABIMÂNA Evariste(53)<br>wa Kâmutwá Daniel<br>wa Ndiyunzūye<br>wa Rumōnge<br>wa Magumé<br>wa Gishīha | 1965 | ABAPFŪMPFU | Mwūrá | 22/12/2016 |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| wa Ruvūngana<br>wa Gipfūmpfu | | | | |
| NĀNKĬMBĒSHA Potien (62)<br>wa nānkĭmbēsha Nicodēme<br>Wa Ntákagero Maximilien wa Ntabāngîra<br>wa Rumōnge | 1956 | ABAPFŪMPFU | Mwūrá | 22 /11/2016 |
| NĀKÂMANO Libérat (52)<br>wa Ntiruhangûra<br>wa Ntabāngîra<br>wa Rumōnge | 1966 | ABAPFŪMPFU | Mwūrá | 22/11/2016 |
| MWARŪRO Gabriel (76)<br>wa Barayândema Ribēriyo<br>wa Mushakări<br>wa Nyamuca | 1942 | ABAPFŪMPFU | Kayôyó | 23/12/2016 |
| BIGIRINDĀVYI Antoine (78)<br>wa Ntirwīnyegeza<br>wa Masukûre<br>wa Ruhorana<br>wa Gishĭha | 1940 | ABAPFŪMPFU | Butâgâzwa | 23/12/2016 |
| BAHONYÓYE Simon (82)<br>wa Gatwâkazi Ndereya<br>wa Mushakări Ndereya<br>wa Nyamujá<br>wa Sêmuhári<br>wa Rubōndo<br>wa Birīrinkôrekurutaro<br>wa Gipfūmpfu | 1936 | ABAPFŪMPFU | Butâgâzwa | 23/12/2016 |
| NZŌHABONAYÓ Dénis (78)<br>wa Gatumūza<br>wa Ntâkarâshira<br>wa Sêgitukŭri<br>wa Sênāri | 1940 | ABAPFŪMPFU | Bandaguro | 03/01/2017 |
| BIDAGAZA Stany (76)<br>wa Hemĕri Patrice<br>wa Rukĕsha<br>wa Ruvyāgira | 1942 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 29/12/2016 |
| GAHŪNGÚ Missius (68)<br>wa Rutamucêru<br>wa Murasuka<br>wa Ruvyāgira<br>wa Rubōndo<br>wa Gishĭha | 1950 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 24/12/2016 |

| | | | | |
|---|---|---|---|---|
| wa Ruvūnganwa<br>wa Birīrinkôrekurutaro | | | | |
| BAGAZWE Jean (73)<br>wa Bagazwe<br>wa Rūje<br>wa Bikebānuka<br>wa Rubînda<br>wa Mágume<br>wa Bitīmba | 1945 | ABAPFŪMPFU | Kayôyó | 04/01/2017 |
| BINWÁ Antoine (63)<br>wa Ntahonzigámiye<br>wa Rūje<br>wa Bikebānuka<br>wa Rubînda | 1955 | ABAPFŪMPFU | Kayôyó | 22/12/2016 |
| GURÚBIZA Serges (68)<br>wa Ruhīírika<br>wa Ntarwābirá<br>wa Ruvyāgira<br>wa Rubōndo<br>wa Gishǐha<br>wa Ruvūnganwa<br>wa Birīrinkôrekurutaro | 1950 | ABAPFŪMPFU | Nyamúgarí | 24/12/2016 |
| BANCĪRAMBÓNA Juvénal (60)<br>wa Bancīrambóna<br>wa Bigirincânyi<br>wa Ndayízigamye | 1958 | ABAPFŪMPFU | Murūnga | 20/03/2016 |
| MUTÁBONWÁ André(71)<br>wa Mutábonwá<br>wa Ntâkabôza<br>wa Rutamānzura | 1947 | ABAPFŪMPFU | Gisarwe | 26/12/2015 |
| NDAYISĒNGA Liberathe(56) | 1962 | UMUYOGOMA | Vyūyá | 26/12/2017 |

1. **Ibibázo vyăhagazwekó mw'ítōhōza**

   **1.1. Umwîdōndōro y'umutângankurú**

   1.1.1. Wewé tugānîra wītwa ndé?

   1.1.2. Uri mwéne ndé?

   1.1.3. Wa ndé? (adōndagura bāsêkúruza bǐwé böse)

   1.1.4. Ufise imyâka ingáhé?

   1.1.5. Wavûtse ryârí?

   1.1.6. Hǎri ku mwǎmi uwǔhé?

   1.1.7. Amazína y'agacīmbiri, umutǔmba, ikomǐne, n'întará?

   1.1.8. Ikomǐne ubamwó yītwa gúte?

   1.1.9. Umuryāngo wāwe ni uwûhe? (mwītwa abáki?)

   1.1.10. Aha bǎba ho hītwa ngwikí?

   1.1.11. Iyǐndi miryāngo bihāna urubibe ni iyîhé?

   1.1.12. Wōmemya iyǐndi mihîngo twōsangamwó uwu muryāngo wǎnyu? Ni hé na hé?

   1.1.13. Abo bǎba murí iyo mihîngo yîndi harí icó mupfānā?

   1.1.14. Izína ry'ǔwo muryāngo risigūra ikí?

   1.1.15. Uwo muryāngo wōba ufíse icîvugo? N'íkîhé?

   1.1.16. Mběga ico cîvugo cōba câvūye kukí?

2. **Amâmuko y'úmuryāngo**

   2.1. Abapfūmpfú mukomōka hé?

   2.2. Uwagérēreye ubwā mbere ní ndé?

   2.3. Yáje gúte?

   2.4. Yǐmutse kubêra ikí?

   2.5. Yajé ryâri?

   2.6. Yazánanye nǎndé?

   2.7. Harí ku mwǎmi ndé? (umugánwa/umutwǎre ndé?)

   2.8. Hǎba bāndé?

   2.9. Mwǎkīriwe nǎ nde?

   2.10 Vyǎgēnze gúte?

3. **Imicó ndāngamuryāngo**

   3.1. Ní iyîhe micó mwōvugá ko irāngá umuryāngo w'ábapfūmpfu?

   3.2. Imicó mwīhárije n'iyîhé?

   3.3. Abāndi bayibona gúte?

3.4.Harí ibimazi cânké ibiterékērwa uwo muryāngo wânyu warí ufíse?

3.5.Harí imiziro uyu muryāngo ufisé?

3.6.Ní ibikí Ábapfūmpfu baziríriza ku bāntu?

3.7.Ibizíra vyó vy'ŭbu cânké vyā kêra vyērékeye ibitŭngwa cânké inyamâswa ni ibîhé kurí mwēbwe?

3.8.Ibizíra ku bitĕrwa cânké ibití cīmezá ni ibîhé? Kubêra ikí?

3.9.Ahāntu bazirá ni hêhé? kubêra ikí?

3.10.Imiryāngo muhāná abageni ni iyĭhé?

3.11.Abo mutĭgeze músabana abageni bó ni bāndé? Kubêra ikí?

3.12.Ubumenyi n'úbuhĭnga bwā kêra murí uwó muryāngo wânyu ní ubûhé? Babisigūra gúte?

3.13.Ní iyîhé mirimo bări bĭharije?

3.14.Kukí muvuzé bayĭharije?

**4. Uruhára Ábapfūmpfu băgize mu kwûbaka Uburŭndi**

4.1. Ámabānga y'íbuganwa cânkéí bwămi, Ábapfūmpfu bări bájējwe ní ayâhé?

4.2. Amabāngo bărí bájējwe ní ayâhé?


4.3. Abŏba băriguze igihúgu ní bāndé?

4.4. Abasógokúru rurāngíranwa b'ábapfūmpfu ní bāndé?

4.5. Băkoze ikí?

4.6. Ubu abāntu bó murí uwó muryāngo wânyu bīpfūza ikí murí rusăngi?


**Igití ndôndamvyâro c'înyamūko y'ábapfūmpfu**



- (4)GISHĬHA ±1768
  - BITIMBA±1798
    - MAGÚME ±1828
      - RUKEBĀNURA ±1908
      - RUTAMĀNZURA ±1906
      - RUMŌNGE ±1904
  - RUBŌNDO ±1817
    - MIHÔSHO ±1847
    - RUVYĀGIRA ±1877
  - SÊMUHÁRI ±1830
    - RUBORE ±1856
    - BUHANDA ±1852
    - NYAMUCA ±1852
    - RUHORANA±1850
      - NTĪBÍNYAGIRO±1884
        - NDINÛBWÔBA Edouard ±1914
      - MÁSUKŬRE±1882
        - NOBÉTSE ±1914
      - NYUBÁHWA ±1880

- (13) MIHÔSHO ±1847
  - SÊNKEZI ±1875
    - MACERI+1911
      - Rémy ±1943
      - Gérard +1941
    - BADĂNDAZA±1909
      - BANOBÉTSE ±1945
    - NDABÁNEZE ±1907
      - François ±1943
      - NDABANEZE±1941
      - RUSĀMBI ±1939
      - RUSO ±1937
    - NTIBANDĔNGA+1905
      - RURANKIRIZA ±1941
      - BARICAKO ±1939
      - NKINA ±1937
      - BAGONA ±1935
  - SÊRUBĒYA ±1877
    - BARADŪMBWA+1911
      - YOHĂNI±1949
      - BĒDÉTSE ±1947
      - PIERRE ±1945
      - PROTAIS ±1943
      - SUMŬNI ±1941
    - NTIBIHORÍNGERE+1909
    - BWĀKĪRA+1907

- (12)RUVYĀGIRA ±1847
  - Kwā INÁNTIBÁSUBÎRE
    - NTAGWĀBÍRA ±1893
      - BUHURI ±1929
      - MINĂNI ±1925
      - NDABÔROHEYE ±1923
    - MUTAGŌRÁ ±1891
      - HORUGÁVYE ±1927
      - SĪMBÁRE ±1925
      - MINÁNĀGO ±1923
      - NDAHABÓNE ±1921
    - HARUSHAMAGARÁ ±1885
      - KINÍGI ±1919
      - BANŪMA ±1917
      - RUTAMUCÊRO ±1915
    - MURASUKA ±1883
      - VYŪMVUHORÉ ±1917
  - Kwā INÁKĀMIKAZI
    - BARANTANGANGA ±1908
      - MUZEHÉ +1938
      - NYABWÔRO ±1938
    - RUKĒSHA ±1906
      - HEMERI ±1940
      - RUCUMUHĩMBA ±1938
      - NYĀNKERI ±1936
    - BUKÚRU ±1904
      - SINABÚHAMAGAYE ±1936
      - MIKŪNGU ±1934
    - NĨNDERÉYE ±1902
      - MAHUNA ±1936
      - NDAYÁVUGWA ±1934
      - NYABĔNDA ±1932



(18)RUMŌNGE ±1904
NDÎYUNZŪYE ±1938
GAHŪNGÚ ±1972
KATÎHÂBWA ±1970
KÂMUTWA ±1968
BARAVŰGA ±1936
BĀMBONEYÉHO +1935
RŪZAHABÁBAZA ±1967
YAKÂNA +1965
RUDAHÁ +1969
KANYAMWĀNIRA ±1971
NTABANGÎRA ±1934
NTÂKAGERO ±1974
NSABIMÂNA ±1972
NTIRUHĀNGÛRA ±1970
RUGOYÁGI ±1968
BIRAGUMA ±1966
KABÚRĚNTE ±1964

- (23) RŪJE +1908
  - NTAHONZIGÁMIYE +1918
    - GAHŪNGÚ Charles +1948
    - BINWA +1955
    - RUKĒMBA +1950
    - BUDIGÍRI +1952
  - BĀGAZWE +1934
    - NŪGÚ +1974
    - GAHŪNGÚ Nicoódĕme +1972
    - NZŌSABA +1970
    - BĀGAZWE Jean +1968


## AMASHUSHANYO Y'ÁMAKÁRATA

KOMĬNE MUGŌNGO-MĀNGA


MUBIMBI



# INTÂRÁ YĀ BUJUMBURA




# Ikárata y'Íntâra kama z'Úbŭrundi



# AKERERE K'ITŌHŌZA

## INGÊNE UMURYĀNGO WAGIYE URIMUKA



IKARÁTA Y'IMITŬMBA YABEREYEKÓ ITŌHŌZA YA KOMĬNE MUGŌNGO-MĀNGA HAMWÉ N'ÍMIRYĀNGO IHAGÉRÊREYE

